# Ibibazo N'Inyishu Ku Mashashara

Jeffersonville, Indiana, USA
24 Ntwarante 1963 Mu Gatondo

1 Data wa twese wo mw'Ijuru, vyukuri turashima kubw'ibi bihe dushoborakwongera gufataniriza hamwe kw'Ijambo ry'Imana kandi turi mu Nyonga hayo.Turashima cane kubona uri hagati muri twebwe muri kino gitondo kugira ngoudufashe wongere uduhezagire. Turagusavye uharire ivyaha vyacu kugira ngoamatara yacu yuzuzwe amavuta, ateguwe kandi yaka ; turagusavye kandi ngoudukoreshe kugira ngo uheshe icubahiro Izina ryawe ryiza, kuko tubisavyemw'Izina ry'Umwana w'Imana Mukundwa ari We Yesu Kristo. Amen.Murashobora kuvyagira.

2 Igihe ninjira ni ho numvise ubwo butumwa. Ni ivy'ukuri yuko amatara yacudutegerezwa kuyagumiza yuzuye amavuta. Murazi, iyo mwakije…Ntimushobora kubandaniriza ku vyo mwamaze gukora, murabona, kubera koiyo amavuta ariko araka, ivyo bituma haza umunyota ari na co gituma bikwiyeyuko muhungura urutambi. Amatara yanyu yame ahanaguye kubera umunyotauza kw'isonga ry'urutambi.

Benshi muri mwebwe tunganya imyaka bakoresheje ya matara akoreshwaipeterori. Hariho ivyotsi vyirabura biduga mu rubeya iyo itara ririko riraka :birabuza umuco kuboneka. Ni co gituma tuba dukwiye kugaba canetugahanagura uwo munyota akanya ku kanya kugira ngo dutere twegerezaintumbero nkuru y'umuhamagaro twahamagawe muri Kristo.

3 Mbega umusi uteye igomwe, haba hanze canke mu nzu, mu gihe ubuhegereje ikiringo ca Pasika. Kandi kuri uno mugoroba turaja gushika kuri iki canyuma kimatanije ca Gitabo, Imana ni yavyemera. Ni Ikimatanije c'akabangacane, vyukuri c'ibanga rwose. Kuko ata na hamwe kivugwa mu Vyanditswe.Nta kigereranyo na kimwe, nta na kimwe umuntu yokwishimikiza. Icogitegerezwa kuza kivuye mw'Ijuru.5. Kuri jewe ni ibihe bitoroshe na gato. Ivyo bimaze iyinga ryose. Uyu musiugira umunani niyugaraniye mu cumba. Kandi ngaha ndabona ibisabagusengerwa vyinshi bigasaba rero yuko ndoboramwo bimwe. Hari abantu benshibipfuza kuronka umubonano. Ivyo ndabikunda. Vyari kuba vyiza ndabikozeubu, ariko ntibishoboka muri kano kanya kuko muratahura, muri rusangi…murabona, ico turiko tugerageza gukora ubu ni ukuronka uguhishurirwaukugomba kw'Umwami. Iyo tugize umubonano, ivyo bica bibinjiza mu bindibintu, mu kindi kintu, murabona? Ni nk'igihe dusengera abagwaye ; biratandukanye cane. Ku vyerekeyeUkwerekwa n'ibindi, mwiga mu buryo butandukanye kandi mukaronkaugusigwa gutandukanye. Bibiliya ivuga ngo : « Igiti gitewe hafi y'imigeziy'amazi » Imigezi y'amazi. Murabona, ni ya mazi nyene ariko hakaba imbizinyinshi avamwo. Hariho imbizi avamwo agatemba atumbereye uru ruhande,iyindi ikaraba mu rundi ruhande, n'ibindi. Vyose bivana n'imbizi avamwo,ariko ni Mpwemu umwe nyene.

4 Paulo, mu I Ab'i Korinto 12, yakoze nk'uko nyene. Yavuze yuko harihoingabire nyinshi ariko ko ari Mpwemu umwe. Murabona rero yuko iyo murikomurakorera ku kintu kanaka maze mugaca muhindura ngo mukore ikindi(murabona ico ngomba kuvuga), muca mwiga ibijanye n'ivyo mazemugashobora gushikira abantu.

Imitima yabo iba yiteze ikintu kimwe ngo : Ivyo bimatanije ca Gitabo niibiki ? Biba bibaraje ishinga. Ni ibiki ? Buri mugoroba, iyo nje ngaha, imitimantiba iri hamwe ku buryo ntegerezwa gutangura mvuga ku kindi kintu kugirango ndayiremeshe, murabona, hanyuma Mpwemu Yera agaca amena ikimatanijeca Gitabo. Uko ni ko bimera buri mugoroba. Duhinduye rero, tugakora igikorwaco gusengera abarwaye, imitima y'abantu iba iri kuri ivyo ku buryo bidashoborakutworohera kuva kuri bimwe ngo twinjire mu bindi.

5 Hariho n'ikindi kintu. Ndazi yuko aha hagati muri mwebwe hariho ibintubiriko biraba. Ndazi yuko mutabibona. Ndemeje yuko mutabibona. Mwombwiramuti : « Mwene Data Branham, mwakabije mu kubivuga !» Ndabizi. Ariko nimurabe. Ubu nimureke ndababwire ibi bintu : niyumvira yuko aya makaseti ariayacu twenyene. Reka ndababwire ibi. Ivyo bintu ntimubitahura kandintimutegerezwa kubitahura. Gurtyo ntihagire ico mugerageza gusobanura.Ntimutangure gushiramwo insobanuro zanyu bwite. Nta kindi mwohezango mukore atari ukurushiriza kuja kure yavyo.10. Nimwumvirize inama ndabagira, nimwaba ubu mwokwemera ivyo mvuga.Namba Imana yampaye kugiririrwa ubuntu imbere yanyu kandi mukaba muziyuko uku guhishurirwa n'ibindi… Ndamaze igihe kirekire ngaha ndi kumwenamwe kandi ivyo vyagumye ari ivy'ukuri. Ubu naho, icemeza ciyongereyekon'uko bihuye neza n'Ijambo. Gurtyo rero murazi yuko ari UKU NI KOUHORAHO AGIZE. Ni ivy'ukuri. Ivyo mwarabironkeye icemezo.

6 Ubu rero nka mwene So ni mwumvirize impanuro yanje : Ntimushireinsobanuro yanyu bwite ku kintu na kimwe. Nimubandanye gusa mubahonk'abakristo beza, kuko mudakoze uko muzoca mujanwa kure y'ikintuc'ukuri. Mwoca mujanwa kure y'ikintu c'ukuri. Kandi mwese murazi neza ko hari ikintu kidasanzwe kiriko kirakoreka. Kiriko kirakoreka kandi ubu ndazi icoari co.

Ivyo si jewe ndabivuga. Ni ubuntu bw'Imana gusa butuma menya ivyo arivyo. Ni ikintu kidasanzwe kandi kibaye ubu nyene, kandi ntimufise uburyo nabumwe bwo kukibona, ariko Imana imfashe ! Ndemeje mfise Bibiliya muminwe yuko nzi ico ari co.

7 Ivyo muramaze kubibwirwa, ntimugerageze rero kuzana insobanuro nantoya, ariko nka mwene So mwemere ivyo mvuga, murabona, turiko turaca mubihe vyiza cane.

Turi mu gihe… Aho rero, vyukuri ni mwicishe bugufi, mube abakristo,mugerageze kubaho muhesha icubahiro Imana, mubane n'abantu bagenzi banyumuvugana ukuri maze mukunde abatabakunda. Ntimugerageze kugira … nakimwe. Mubikoze muba mubigize ibintu vy'ibanga gusa mukaba mwononyeinteguro y'ukuri y'Imana, murabona?

Ejo ku muhingamo ndi mu cumba canje harabaye ikintu kitazigerakimvamwo, murabona. Kandi hashize nk'amayinga abiri na ho nyene habayeikindi kintu kitazokwigera kimvamwo igihe cose nzoba nkiriho.

8 Ariko ko bigaragara ko rino shengero ataco ribiko… Ni co gitumamudakwiye kugira na kimwe muzanamwo insobanuro, murabona. Nimukomezemuje imbere gusa, nimwibuke ivyo mwabwiwe maze mubeho ubuzima bwagikristo. Nimuje mu mashengero yanyu, mube umuco w'ukuri aho muri hose,mumurika kubwa Kristo mubwira abantu bose ingene mumukunda. Kandiugushinga intahe kwanyu kwame kwuzuye urukundo mukunda abo bantu kuko,murabona, mwinjiye mu bindi bintu muba muvuye mu nzira yaciwe.

Igihe cose mwagerageje kubikora, ng'ivyo ivyavuyemwo.Ntimugerageze rero kuzana insobanuro zanyu. Na cane cane kuri unomugoroba aho kimwe kimatanije ca Gitabo muza kugishikirizwa.Murabibona ? Ntimunagerageze kugisobanura. Nimubandanye gusa mujaimbere, mwicishe bugufi maze mubandanye mwishimikiza ubu butumwabwiyoroheje. Mwovuga muti : « Ariko mwene Data Branham, nk'Ishengerory'Imana Nzima, mbega ntitwategerezwa…»

Aho rero, nk'uko nariko ndagerageza…murabona, nagomba kuvuga ibi :ntimuvuge muti : « None, kubera iki ntashobora ku… nategerezwa kubanshoboye ku… » Oya ! Nimwibuke ko ivyo ndabivuze ku neza yanyu. Ndabibabwiye kugirango mutahure. Ni mwaba mwemera ivyo mvuga ubu, nimwumvirize ivyondababwira, murabona?

9 Dufate ko hano hari igiti kirekire gishinze twokwita anteni yo kwakiraamajwi, ifata amajwi y'iradiyo. Barashobora kuyikoresha kugira ngo batangeimburi bo n'ibindi bintu. Ni nk'inkota iri mu minwe yanyu, murabona ? Kukoirashobora guhitamwo ikibi canke ikindi kintu kuko ubutumwa ibukura mu coyahisemwo gusa.

Ariko nk'akarorero nimurabe ivyo umuntu buntu abona. Harabayehoamadini menshi n'utudumbidumbi twadutse bihereye ku gusukwa kwaMpwemu kubayabaye ku buryo abantu biyugaraniyemwo bagaca bakoraibintu bitabaho, ku buryo baciye batangura gukora iyindi migwi mito mitobo n'ibindi bintu murabizi. Ivyo ntimukwiye kubikora.

Ubu rero ibi muvyibuke, nimugume uko muri. Ntimuvuge muti : « Umwamirero…» Oya ! Nimwiyubare.

10 Ubu rero ni mwumvirize ibi. Reka ndabereke ikintu kimwe. Mbega muraziyuko muri ino nzu hari amajwi ibihumbi n'ibihumbi muri kano kanya nyene ?Novuga ko ari amajwi y'abo bantu yazananye inzira amajwi y'iradiyo azanana.Ni kubera iki mutayumva, yamara ni amajwi, si vyo ? Ariko aranyuragira hanohantu muri kano kanya. Hari abantu, amashusho y'abantu ibintu, birikobiragendagenda muri iyi nzu. Mbega si vyo ? None rero, ni kubera ikimutabibona? Ari ngaha. Ni amajwi y'ukuri nk'ijwi ryanje. None ni kubera ikimutayumva?

Murabona, bikwiye yuko abanza gukora ku bintu imbere y'uko aja ahabona.Murabibona ? Mbega ubu murabitahura ? Ariko gusa ntimugire ico musobanurana kimwe. Namba Imana igomba ko mumenya ikintu kanaka, izokibarungikira ;Vyukuri, vyukuri, ubu nimushikame. Nimugume mu mahoro. Hari ikintucabaye. Muratahura ico ngomba kuvuga, si vyo ? Gusa nimube…

11 Ntimugerageze kwigira abadasanzwe kugira ngo mube abakristo kuko,murabona, gurtyo mwohava mwikura ku Mana. Nimwaba mushoborakubitahura, uku ni ko kwa « Gukwegwa kwa gatatu. » Ivyo mwategerezwa kubamwarabitahuye wa musi.

Nimwibuke yuko ata vyiganano nk'uko vyagenze ku « Gukwegwa » kwambere n'ukwa kabiri. Ivyo ni vyo vyonyene mutegerezwa kumenya. Nimwibukegusa yuko ubu muriko mubona ikintu kiriko kirabera muri ino nzu, ko hariikintu c'ukuri muri ino nzu, abamarayika, Ijwi ry'Imana. Ariko nimwaba mudashobora kwumva ijwi risanzwe hatabayeho ikintu co kurisohora, none mwoshobora gute kwumva ijwi ryo mu buryo bw'impwemu?

12 Woshobora kuguma wemeza yuko umuntu ariko araririmba ururirimbokandi atari vyo na gato. Ariko iyo mushikiriye icuma cabigenewe, gica rerogitanga insobanuro y'ukuri maze kikavyemeza mu kwerekana isanamu. Mbegamurabona ico ngomba kuvuga?

Ariko Mpwemu w'Imana iyo avugiye mw'Ijambo ry'ukuri, arigaragazaubwiwe kugira ngo yerekane ubwiwe ko ari vyo. Mbega ubu murabitahura ? Niuko ! Reka rero twongere dusenge.

13 Data wo mw'Ijuru, tugira tuzingururure iki Gitabo, ari ko gace kabonekakagerageza kwerekana ivyo watwugururiye mu kirere c'uburyo bw'impwemu.Kandi, Mana yanje, ndagusavye ubu ngo umfashe

gutanga insobanuro y'ukurikuri bino bibazo kugira ngo dushobore kuvuga yuko biri ngaha kugira ngobifashe abantu. Biri ngaha kugira ngo bibahe ugutahura.

Kandi ndagusavye ngo umpe ugutahura kugira ngo nshobore gushikiriza ibibintu abantu bawe maze gurtyo bashobore kugira ugutahura kandi dushoborekubana kubwo ubwiza n'icubahiro vy'Imana, kubw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

14 Nagomba gusa kuvuga ibi. Nariko nibaza yuko aha ariho bafyonda kugirango amajwi atangure gufatwa, ariko si vyo. Ni itara ry'ahavugirwa Ubutumwa.Nagira ngo aho bafyonda kugira ngo amajwi atangure gufatwa ni ngaha. Arikobene Data baciye bambwira ngo ndabavunire akagohe aho bari mu buhingabw'ivyuma, aho bafatira amajwi, kugira ngo bamenye igihe co gufata amajwicanke igihe co guhagarika kuyafata.

Murabona, amakaseti arafise igikorwa gishika kw'isi yose. Ashika hose.Aja mu bantu bavuga indimi z'ubwoko bwose kandi hariho ibintu tuvugirangaha ariko tutovugira ahandi, ni co gituma bikwiye ko dushobora guhagarikagufata amajwi.

15 Kwishura ku bibazo si ikintu coroshe! Mu kwishura kuri vyinshi muri ivyobibazo… bimwe bimwe muri vyo nta sano na ritoya bifitaniye n'Ubutumwacanke Ibimatanije ca Gitabo, yamara n'aho biri uko ndaja kugeragezakuvyishurako. Bambwiye yuko vyinshi muri vyo, canke na ho ibitari bike murivyo ari imitwaro aho bansaba ngo nsengere abarwaye n'abababaye bo n'ibindibintu nk'ivyo, gurtyo si ibibazo bisaba inyishu ; bampaye n'umurundow'ibibazo vyerekeye ibintu bitandukanye ku bijanye n'Ivyanditswe bo n'ibindi bintu. Nkumbure nitwaba dufise umwanya turaja kugerageza kuvyishurako nezauko dushoboye.

16 Kandi ninahuba, mwibuke yuko ntari mfise intumbero yo kwihenda. Mbegamwese mumerewe neza ? Amen ! Oh, (namba) twoshobora kuvuga ahantu homw'Ijuru muri Yesu Kristo ! … Mbega ahantu heza cane ! Mbega ibihe vyizacane !

Kuva igihe maze ndi ngaha havugirwa Ubutumwa muri rino hema, nta narimwe, nta gihe na kimwe co mw'ibango ryanje ry'igikorwa nigeze ninjira canemu Bwami bw'Imana nk'uko bimeze ubu. Ku bijanye n'ivy'impwemu, ubu honarinjiye ndashika kure cane nkora ivyo ntigeze gukora mu bindi bihe vy'ibangoryanje ry'igikorwa, mu bikorane bimwe bimwe canke ahantu aho ari ho hose.Akenshi kwari ugusengera abagwaye. Ubu ni uguhishurwa kw'Ukuri kuva kuri Mpwemu Yera. Bivuye kuri uwo Mpwemu nyene.

17 Nagumye niherereye, natse indaro ahantu hamwe maze nkururuka ngiyegufungura. Nari jenyene gusa ; gurtyo vyabaye ibihe vyiza cane.37. Kandi ubu, muri kino gitondo canke ejo mu gitondo, hamwe twoba twohezahakiri kare, ndaja gusengera abarwaye muri kino gitondo ibi bibazo ni bitamaraumwanya muremure cane ; ni co gituma ntegerezwa gufata akanya kokwiherera, muratahura.38. Impwemu y'umuntu irafise aho igeza mu kwihangana. Iyo rero mugeze ahomumara isaha mwicaye, mwacitse igiti kubera Imana iri ngaho bo n'Inkingiy'Umuco iri hejuru imbere yanyu, aho ntimushobora kuhamara umwanyamuremure, murabona ? Ivyo umuntu ntashobora kuvyihanganira.3

18 Vyukuri, ivyo bibazo ni vyiza cane, ndashima ubwenge bw'abantun'ingene bakora! Ubu rero ku kibazo ca mbere, ndaja kugerageza kucishurako,ariko nintabishobora, muraheza mumbabarire.

Nimwaba naho mufise insobanuro yindi maze mukibaza ko icomuciyumvirako ari co c'ukuri, nimuce mwibandaniriza. Ivyo nta co bijakwonona kuko harimwo kimwe canke bibiri ataco bisa bisana n'agakiza. Ibibazovyinshi vyabajijwe vyerekeye igihe c'inyuma y'Izamurwa ry'Ishengero

Gurtyo murabona yuko ibi bibazo vyerekeye igihe kigiye bo n'ibitegerezwakuzoshika mu nyuma kuko mu nyigisho yacu ku vyerekeye ca Gitabo, ubutwaramaze kurengana ibihe vy'ishengero. Twarabirenganye, tugeze mu gihec'ihamagarwa rya bamwe 144.000.

19 Ikibazo ca mbere ng'iki:Za nkumi zitanu z'ubwenge zo muri Matayo 25, mbega ni abaherekezaUmugeni canke ni zo Mugeni ubwiwe ? Namba izo nkumi z'ubwenge ariabaherekeza Umugeni, none Umugeni ari hehe ?

Aho ngeza gutahura, izo nkumi zitanu… hari hasohotse izishika cumi,murabizi, kandi iki ni ikigereranyo gusa canke umugani, nk'uko ngirandabibereke. Murabona, zari cumi. Ariko rero mu vyukuri zari nyinshi zirengacumi, izo cumi ni igitigiri gusa.

Ariko murabona, inkumi z'Ubwenge zari zifise amavuta mu matara yazo.Inkumi z'ibijuju nta mavuta zari zifise mu matara yazo. Namba rero mu Matayo 25 hari inkumi cumi, ngomba kuvuga zitanu (ni caba ari co kibazo c'uyumuntu), none ivyo vyoba bisigura yuko hazoba hari abantu batanu gusa… ?

Oya, si co ivyo bisigura. Ni ikigereranyo gusa c'inkumi, muratahura(inkumi zasohotse zifise amavuta mu matara yazo) ; ni bamwe mu bagizeUmugeni. Kandi nk'uko ndabitahura, nimurabe yuko zari inkumi zo kumuteramyi wa nyuma. (Gurtyo rero turashikiriye abo bateramyi).

20 Habayeho abateramyi indwi. Kandi ku muteramyi agira indwi ; kw'isahay'igicugu ari yo dushikiriye ubu, kuri uwo muteramyi wo mu gicugu, za nkumizaciye zikanguka, zitegura amatara yazo maze zirinjira, mu gihe inkumiz'ibijuju…

Ariko iki gice, izi zitanu (namba ari yo nsiguro y'ikibazo, gishaka kuvugayuko bari batanu gusa)… Twarabajijwe ibibazo vyinshi ngaha vyerekeyebamwe ibihumbi indwi, n'ibindi ; cari ikigereranyo gusa, bamwe muri bo. Kandiabikanguye bose muri kino gihe ca nyuma ku muteramyi agira indwi. Iyo habahakanguwe batanu gusa bakaba ari bo bazamurwa bakinjirana n'Umugeni,hamwe n'Umukwe…

Kandi hamwe zo ubwazo… Ivyo ntibisigura yuko bazoba ari batanu gusa,kuko hariho abasinziriye mu bihe vyagiye birengana, nk'uko twabibonye muriino ndwi, murabona.

21 Mu gihe ca Paulo, umumarayika w'ishengero rya Efeso yari Paulo,uwatanguje iryo shengero akaribera intumwa. Nimwibuke ko Paulo, uwatangujeishengero rya Efeso, yacitse intumwa yatumwe kuri iryo shengero. Impwemuyari kw'isi ico gihe yari Impwemu y'Intambwe. Kandi iyo Ntambwe niIntambwe yo mu muryango wa Yuda ari We Kristo, kandi Kristo ni WeJambo. Hariho Paulo yari Ijambo ry'ico gihe.

Ibihumbi n'ibihumbi barasinziriye muri ico gihe. Mbega si vyo ? Hanyumahaca hakurikira ikindi gihe ; maze igihe ishengero ryinjira muri vya bihe vy'umwiza, haciye hagaragazwa Impwemu y'ikimasa, igikorwa, ubutame,ukwitanga kugeza ku gutanga ubugingo. Ibihumbi n'ibihumbi barasinziriyebishwe bo n'ivyo bintu vyose. Bararindiriye, murabona.

22 Hanyuma haca hakurikira ikindi gihe ari co ca Luther, c'ukuringanizaukundi gusha ivyo gusenga. Ico gihe ni ho abanyabwenge bagenda bakoreshaubukerebutsi bw'umuntu. Nimurabe ko umuntu yaciye akomeza muri ivyomaze abikoze yaciye yongerako ubugunge bwiwe bwite. Ni vyovyamutumye yifatanya n'ivyo ku rundi ruhande, murabona ?Iyo aza kugumana n'ubwenge bw'Imana, akaringaniza gusa ukundi gushaivy'ugusenga maze agasohora… ariko yaciye akora iki ? Luther urya mugaboyari afise ubutumwa, amaze gupfa, baciye bakora idini ry'abaluteriyano.

Murabona ko Wesley amaze gupfa baciye bashinga idini ry'abametodiste.Muguma mukomeza muri iyo nzira. Ni vyo bikorwa. Ariko nimurabe neza ibi.Umuntu arashobora kwibaza ivy'abapentekote ari co gihe ca gatatu.

23 Ni mutahure neza uko imwe yose muri izo ntambwe yinjira muri MpwemuYera akanya gato gusa. Ugutsindanishirizwa ni igikorwa ca Mpwemu Yera.Ukwezwa ni igikorwa ca Mpwemu Yera, ariko Umubatizo wo ni NIMpwemu Yera.

Ni co gituma vyari bikwiye yuko haza uwuvugishwa n'Imana ahujen'ivyavugishijwe, atari intumwa y'iki gihe kuko Mpwemu Yera ubwiweyiyiziye mu kunengesera kwiwe mu Mubatizo. Ariko ku mpera y'igihe, nk'ukovyamye bigenda ku bindi bihe, duca tuhabona intumwa yarungitswe ; kandiurwo rwijiji rwose n'ivyo bintu bindi bitegerezwa gushirwa mu kibanza cavyo.Hanyuma haca haza izamurwa ry'Ishengero.

Ariko barya bose banditse ivyo bintu ku vyerekeye izuba rizokwirabura bon'ukwezi babishize mu gihe c'ishengero. Bananiwe gusa no kubona vya bibazobitatu vyari vyabajijwe Umwami wacu n'ingene yavyishuyeko.

24 Ejo ku mugoroba ndibaza ko ata kibazo na kimwe cabonetse. Twaciyedufata kimwe cose muri ibi bibazo maze tugishira mu kibanza caco muBimatanije ca Gitabo, kandi Ibimatanije ca Gitabo ni ico Gitabo cose nyeneubwaco. Mbega ivyo muravyizera ga dogiteri?

Ivyo vyose birahura neza. Kandi twaciye dufata ivyo Yesu avuga ngaha.Murabona ko bari babajije ibibazo bitatu. « Mbega ivyo bizoshika ryari ?Ikimenyetso kizoba ikihe c'Ukuza kwawe bo n'ic'umuhero w'isi ?»Yarabishuye maze mu nyishu yiwe twakuyemwo bimwe bimatanije ca Gitabo vyose havuyemwo kimwe. Ni ikihe. Ikigira indwi kimatanije caGitabo. Kubera iki ? Kubera yuko kitazwi, murabona. Ni ko biri.

25 Kimwe kimwe cose muri vyo carerekanywe. Narabihuje kuva aho biheragushika aho biherera. Ejo bundi ku mugoroba igihe nariko ndandika, naciyengaruka mu vyo nigeze kwandika kera maze ndabicishamwo umurongo. Ni vyonakoze. Niyumvira yuko mwatahuye. Mbega ivyo mwabitahuye?

Aha nahanditse ivyo nari kwandika ku rundi ruhande. Nariko ndandika ibibitigiri, 6 na 11, bo na 9 na 11, ariko ntivyari vyo. Vyari igihushane c'ivyonategerezwa kwandika. Gurtyo zari inyishu hagati y'ikiza n'intambara,murabona ? Ng'ivyo ivyashitse.

Nari nezerewe cane ku buryo nifata nk'u… Naranezerererwa ukwogusisimuka kuva mu guhishurirwa. Ni ho rero naca nandika ivyo bintu aho naringeze maze 11 nca ndacandika ahatariho incuro zibiri. Nibaza yuko ku rundiruhande hari hakwiye kuja icenda ha ko haja cumi na kimwe.

26 Ariko n'aho biri uko, mwabonye ingene bihura neza ? Ivyo ntimuvyibagire.Murabona ko ukwo guhura kwabandanije gushika ku ca gatandatu kimatanije caGitabo ari na ho kwagarukiye. Nimwitegereze rero ukwugururwakw'Ibimatanije ca Gitabo gukomeza maze gushitse ku ca gatandatu kugacaguhagarara. Hari

agacerere gusa mw'Ijuru (ni vyo vyonyene bivugwamwo)kumara igihimba c'isaha.

Ariko birakwiye yuko nihutira kwishura bino bibazo kuko murazi ko kimwecose coba umutwe w'ubutumwa bwomara amayinga ane. Ariko si vyo ngombagukora kuko nifuza kwishura ku bibazo vy'umwe umwe wese uko bishoboka.

27 Izo nkumi, zimwe muri zo ziri muri kino gihe. Murabona ko igihe cosegifise inkumi zo muri co. Umumalayika aza kw'ishengero. Andikiraumumalayika w'ishengero ryo muri Efeso. Murabibona?

Kandi icete kimaze kwandikirwa ishengero ryo muri Efeso (murashoborakubihuza) kimwe mu bimatanije ca Gitabo kiba cuguruwe. Uko ni ko nyenetugerageza kubazanira ibi bintu. Mbega murabona ivyo ngomba kuvuga?Umwami ni yabigomba.

28 Ni igiki catanguye gushika? Ibihe vy'Ishengero. Mbega si vyo? Hanyuma niUbutumwa ku bihe vy'Ishengero. Mbega ubu biratomoye kuri umwe umwe wese? Ubwa mbere twarabonye ibihe vy'Ishengero bo n'inkuru za kahise kavyo(za nama z'i Nikaya n'izabaye imbere yazo, bo n'ivyo twashoboye kubona munkuru za kahise vyose) kandi twarabonye yuko insobanuro y'ukuri y'Ijamboyahura neza na kahise. Kandi twarabandanije turashika muri kino gihe ari co caLawodikiya. Nta nkuru za kahise dukeneye kuri co kuko izo nkuru ziriko zibaubu. Kandi rero twarerekanye ibizoba muri kino gihe.

29 Ubu rero tugaruke kuri bimwe bimatanije ca Gitabo maze twugurure ikikimatanije ca Gitabo. Imana iriko iratwugururira iki kimatanije ca Gitabo.Kirimwo iki? Ubwa mbere hari intumwa bo n'ibihe vy'ishengero. Hanyumahaza bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo.

Ubu turabona ukwononekara kuriko kurashika mu gihe kigira indwic'Ishengero, ariko ikigira indwi mu Bimatanije ca Gitabo nta na kimwegihishura mu bitegerezwa kubera muri co, murabona, kuko ku mpera y'iki gihec'Ishengero, impano y'Uwuvugishwa n'Imana itegerezwa kuza, igahishura ivyobintu. Mbega murankurikira? Ni uko.

30 Nimurabe ingene kimwe cose mu Bimatanije ca Gitabo... Hanyumanarageze kuri vya bibazo bitatu vyabajijwe Yesu Kristo, ngo : «Mbega ivyobintu bizoshika ryari? Ni ryari ata buye rizosigara rigeretse ku rindi? Ni ryari irihuriro ry'abasenga bose rizosamburwa maze rigasubiririrwa n'irindi? Ni ryariAntikristo azoba agendera kw'ifarasi? » Murabitahura? None ni iki casohotsengo kimurwanye? Ni Ijambo! Ijambo rigwanya ijambo.

31 Hanyuma ivyo vyaciye vyinjira mu vya Politike n'ibindi vyose; bwariubutame bw'ikimasa. Murabibona? Ivyo vyaje ubwa kabiri, neza na neza nk'ukoYesu yabivuze muri Matayo 24. Hanyuma duca dushikira igihe c'ubukerebutsi,c'ubwenge bw'abaringanije ukundi gusha ivy'ugusenga. Ikinyabugingo gifisemu maso nk'aho umuntu kirasohoka ngo kirwanye ivyo. Ni vyo vyashitse.Tubandanije hepfo cane duca dushikira igikurikira mu Bimatanije ca Gitabo,ikigira kane, aho Antikristo aca acika ikivange gifise izina, ari ryo Rupfu.71. Nimwihweze ivyo Yesu avuga. Azomuterera mu muriro mbere yice n'abanabiwe. Ni ifarasi y'urupfu. Ni abaporoti n'abakatolika bose hamwe. Kuri umwewese muri bo hariko ikimenyetso c'urupfu. We n'abana biwe bararandurwa.Gurtyo ni mwaba mucizigiye idini ryanyu, vyobabera vyiza muciye mwigirakure yaryo buno nyene. Hashikiriwe Ishashara rya Gatandatu, Yesu aca agarukira aho.

32 uguruye ikigira gatandatu kimatanije ca Gitabo avuga yuko izuba rizocikaamaraso, yuko hazoba umwiza n'ibindi vyose, yuko ivyo bintu vyose bizoshika.Aho ni ho twagarukirije maze turugurura Ishashara rya Gatandatu. Ico kigira gatandatu kimatanije ca Gitabo kimaze kwugururwa, catugarukanyemu vyo twarenganye congera kutwereka ivyo bintu nyene.

Murabona rero ko mufise ahantu hatatu ho mu Vyanditswe hahuzwan'uguhishurirwa. Nimwihweze ibi. Ahantu Yesu yabivuzeko, aho yuguruye caGitabo cari caragizwe ibanga uhereye ku kuremwa kw'isi hamwe rero n'ukuguhishurwa kw'uyu musi, bifatanya aho hantu hatatu; kandi bitatu, ni icabonaco gushinga intahe, ni ivy'ukuri. Ni ukuri kutagabanije.

33 Izi nkumi turiko tuvugako ngaha, ni zimwe zasinziriye, ariko Umubiri woseuko ungana ugizwe n'urya mugwi uzoba ugizwe n'inkumi z'ubwenge. Kandiinkumi z'ibijuju ni zirya zatanguye gusubira inyuma (umwe antikristo) mu giheinkumi z'ubwenge zari zigiye. Ni zo zigerageza kuja kugura amavuta ico gihe.

34 Ni mwitegereze hano. Murabona, aho muraba hose, vyose biratunganye...Iyo mba nashobora kuguma ngaha ngo mvuge ivyahishuriwe muri ino nzuvyose, ivyo vyobatera ibizunguzungu. None ivyo bizogenda gute nimwamaraguhabwa vyose!

Kandi murazi, iyo umuntu yiherereye, ni ho rero amabanga aca atangurakuja ahabona. Maze rero muca mubona ibintu mutokwigera mwubahukakubwira abantu kuko boca batangura kurema utugwitugwi.

Nimurabe gusa ivyo iyo ngabire ntoya y'ugukiza indwara yakoze, ingeneyashize amadidane mw'ishengero. Umwe wese yari afise ivyo yiyumvamwo,umwe wese yari afise ibi canke biriya ariko i bwina cane mu mutima wanje(kandi Imana irazi yuko ari ukuri, nari nzi yuko bitari vyo kuko Imana

ubwayoari Yo yari yabimbwiye. Ni ivyiganano; ivyo nta kindi bikora atari ukuzimizaabantu. Ni ivy'ukuri koko!

35 Murabona, ibintu nk'ivyo ntimushobora kubivuga. Mwopfuma mubirekauko biri. Nimwibuke kwa « Gukwegwa kwa gatatu ». Nabwiwe ngo : «Ntihagire uwo ubibwira! » Havuzwe ngo ni ibiki? Ni bangahe ivyo bavyibuka?Koko. Muribuka yuko muri ukwo kwerekwa nariko ngerageza kwinjizaumugozi mu gatoboro k'ikirato.Yari yavuze ati : « Ntushobora kwigisha ibintu bidasanzwe inzoyaz'abapentekote! »

Nca ndavuga rero ko ukwo kuzoba ari kwa « Gukwegwa kwa gatatu »kandi yuko kutazomenyekana, gurtyo rero Imana imfashe kubwo ubuntubwayo. Kandi rero ubu turi neza na neza mu gihe c'iherezo. Ntihazohera igihekirekire Intebe y'Ubuntu itaracika intebe y'Urubanza.

36 Mu gihe mubona ivyo bintu biseruka n'abo bantu binjira, vyobabera vyizana mwebwe mwinjiye, nimwaba mutarinjira, ngo mukoranire imbere, ahantu homw'ijuru, murabona. Ivyo birengeye kunezerwa. Ahantu ho mw'Ijuru, iyomukoraniye muri Kristo, kiba ari ikintu giteye ubwoba.

Iyo muri i ruhande y'Umumalayika w'Uhoraho, mwibaza ngo muhavamukoma akaruru! Oya si vyo. Ivyo birabatera ubwoba ku buryo buhakwakubica. Gurtyo murabona ko hariho ubudasa hagati yo kunezerwa gusaugatambishwa n'umunezero (na vyo bikaba ari vyiza), no gushikira ikintunyakuri.

Ni ikintu gitinyitse. Atari nko gutinya gupfa, ariko vyukuri muba muriimbere y'Umumarayika na Mpwemu Yera aba ari ngaho ubwiwe.

37 Rero abzobaari bamwe bagize umugeni. Ni bo bazoba bamugize... Abasinziriye bose. Mbeganone ntidushobora kubibona neza? [ijwi rya mwene Data Branham riretsekwumvikana kubera ivyuma bifata amajwi bipfuye]... Mbega ubu vyose bimezeneza? Mbega hari uwagize ikintu ahonyora? Umuyagankuba utegerezwa kubawabaye muke kubera ivyuma bifata amajwi vyabaye vyinshi birenze urugero. Niuko, nimuhindure ikaseti maze turangize. Ubu rero ng'iki ikibazo gikurikira.

38 IKIBAZO CA 2: Mbega abavugabutumwa bakwiye kubandanya mu gikorwa co kuvuga ubutumwa?

Ico ashaka kuvuga na none, ni muri kino gihe... Ego cane, uko biri kwose.Nta na kimwe cahindutse. Namba Yesu yoza ejo mu gitondo, nimuvugeUbutumwa uno musi nk'aho yobaye azoza haheze imyaka icumi, ariko mubehonk'aho yoba agira aze muri ako kanya nyene.

Ntimukekeranye. Ni co gituma ngerageza kubagabisha ku bijanye n'ivyo.Ntimube abadasanzwe canke batandukanye n'abandi. Ntihagire ico muhindura,ariko namba muriko mukora ikintu kitari co canke kibi, ni mwihane.Nimugaruke ku Mana. Nimubandanye mu gikorwa mukora co kuvugaUbutumwa bwiza, nk'uko musanzwe mwama mugikora.

39 Namba muriko murubaka inzu, nimubandanye. Namba Yesu azoza ejo,muze musangwe muri abizigirwa mu gikorwa. Nimwaba muriko murubakaurusengero rwanyu, nimubandanye. Nshima gushira amahera yanje mu gikorwank'ico kuruta kuba ndayujuje imifuko. Gurtyo rero, nimushishikare mazemubandanye nk'uko muri.

Mbega ubu mwese muratahuye? Nimubandanye nk'uko bisanzwe.Nimukomeze gusa uko musanzwe mumeze. Ntimuce muhagarara ubu. Ntihagire ico mukora gisa na co. Ni mukomere gusa mugende nk'uko musanzwe muri.Nimubandanye gukorera Umwami!

Dufate akarorereo : uriko urakorera umuntu maze ukabona hasigaye iminotacumi n'itanu ngo umusi urangire. Uciye uvuga uti : « Ubu rero ko hasigayeiminota icumi n'itanu gusa ndashobora no kugomba ngahagarika mazenkiyicarira », woba utumye bakwirukana uzize iyo minota cumi n'itanu.

Namba muriko murabiba ingano, ni mubibe ingano zanyu. Nimwabamuriko murasoroma ibiraya, nimubandanye mubisoroma. Mwovuga muti : «Ariko ntihazoboneka umuntu abirya!» Nta co bitwaye. Bandanye mubisorome.Nimubandanye gusa ukwo musanzwe mumeze.

40 Umusi umwe naronse icete c'umuntu bari babwiye ibisa n'ibi : « Eregaigihe kiregereje. Nugurishe itongo ryawe. Ivyo kurya bizorivamwontimuzobikenera kubera ko ya nganji y'imyaka igihumbi igiye gutangura kandintimuzoba mukinabikenera. Nimushishikare. Ko abana banyu batakijijwe, nimubarekere itongo kugira ngo baze baronke ivyo barya mu gihe ca vya vyagobihambaye, canke na ho mugurishe amatongo yanyu mwese. » Bama bavugaibintu nk'ivyo.

Naciye nibwira nti : « Aho hoho! » Iyo mba nari umurimyi nkamenya yukoazoza ejo, uyu musi nari gutahana ivyimburwa. Iyo iba yangize umurimyi,noguma ndi umurimyi. Ni ivy'ukuri. Iyo iba yangize umuhinga w'ivyuma...

41 Umusi umwe hari uwaje kumbwira ngo : « Mbega urazi ga mwene Data?Naguze imodokari nshasha none ngira ndaguhe izindi mfunguzo nyinshi. »Yabwiye umwungere wiwe ati : « Ngira ndaguhe izi zindi mfunguzo kuberaizamurwa rishobora kuba muri iyi misi kandi aho rero sinzoba nkizikeneye. »92.

Umwungere wiwe, abe ari we rero yobura mw'Izamurwa! Ng'ivyo ivyitwakwitegura, si vyo? Yamara uko ni ko bigenda! Ntidukwiye kumera gurtyo.Dukwiye kuba abakristo batunganye kandi bashikamye. Kandi nashizwe ngahakugira ngo nkore kugeza ku munota wa nyuma. Ndafise igikorwa co gukorakandi ngomba gusangwa ndi umwizigirwa mu vyo najejwe. Hamwe aje murikino gitondo, noshimye kuba mpagaze ngaha, ku ruhimbi.

42 Mwovuga muti : « Mwene Data Branham hamwe yoza muri kino gitondo,mbega ntimwari mukwiye kuba muri iyo hanze? »

Oya, haba na mba. Aha ni ho nahawe gukorera. Nagomba guhagarara ngahanyene, igihe azozira nkaba ndiko ndavuga ubutumwa, mvuga ibi bintu nyenendiko ndavuga. Igihe rero azozira, nzokwisohokera maze njane na We Ninaba nzoba ndiko ndarima ibiraya, nzobandanya ndabirima n'inkomezizanje zose, maze igihe azozira, nzota hasi isuka yanje maze nigire. Nimwibukeyuko ku mwaka wa Yubile, iyo baba bariko bararima, babandanya bakora. Bababazi yuko nkumbure mu minota icumi umwaka wa Yubile uzoba utanguye mazeinzamba y'umwaka wa Yubile igaca ivuga. Bo babandanya gusa bahira ivyatsicanke ikintu ico ari co cose baba bariko barakora, ariko iyo inzamba ivuze bacabaterera hasi isuka yabo maze bakigira. Ni uko. Nimubandanye gusa mwahiraivyatsi vyanyu kugeza aho inzamba izovugira.

43 IKIBAZO CA 3: Ni uko. Ikindi kibazo :Nk'uko ukwugururwa kw'ikigira gatanu kimatanije ca Gitabo kivuga, Mosena Eliya bategerezwa gupfa. Ivya Henoki vyo bimeze bite?

Sinzi. Namba ntabizi ndababwira gusa yuko ntabizi. Sinzi inyishu zose,bagenzi nkunda, sindabizi. Kandi namba ntabizi, ndabibabwira gusa. Nta nakimwe nzobabwira ntarakimenya. Sinzi. Na jewe ubwanje ico kibazo namandacibaza.

44 Harabayeho Enoki. Narabonye Mose na Eliya bagaruka maze bakicwa,ariko Enoki wewe yazamuwe imbere y'igihe. Nama niyumvira kuri ivyo mazenkibaza ivyo ari vyo. Ariko murabona, ico kubaremesha conyene nobaha ni iki :Ni murabe yuko Mose yakoreye Imana imyaka mirongo ine gusa. Yapfuye afiseimyaka ijana na mirongo ibiri...

Ico ngomba kuvuga ni uko mu myaka mirongo ine ya mbere yaronseubumenyi, si vyo? Hanyuma mu kiringo kigira kabiri c'imyaka mirongo ineImana yaramukuyemwo ivyo yari yarize, hanyuma mu kiringo kigira gatatuc'imyaka mirongo ine yaciye akorera Imana. Ni uko. Ariko Enoki yagendeyeimbere y'Imana imyaka amajana atatu kandi ntiyagira ico agawa. Mose we,azogaruka ngo yongere akorere Imana akanya gato, we na Eliya.

Simvuze yuko ivyo ari vyo. Ivyo ndabibahaye nk'iciyumviro gusa. Sinzineza ivyo ari vyo. Sinshobora vyukuri kubabwira ivyabereye hariya, canke icoImana izokora.

45 IKIBAZO CA 4: Ni irihe zina rizokwandikwa ku bantu bo mu Vyahishuriwe Yohana 3 : 12 ?

Sinzi. Avuga ko azobaha izina risha. Sinzi iryo ari ryo, murabona.Kumbure rizohishurwa ni twashika hariya mw'Ijuru ariko ubu sinzi iryo ari ryo,murabibona. Murabona, ni vyo azokora. Azobaha izina risha ata wundi arizikiretse bo. Murabibona?

46 IKIBAZO CA 5: Mwene Data Branham, mbega hariho ahantu ho mu Vyanditsweharekurira umuntu kwongera kurongora amaze kwahukana? Birahambayecane.

Handitse ngo : « Birahambaye. » Aho rero ng'ico igituma iki kibazokitajanye n'ivyo turiko turigako. Aho ngeza kubimenya, mwene Data cankemushiki wanje, uwo ari we wese, ivyo ntibirekuwe kiretse uwo mwubakanyeapfuye kuko Bibiliya ivuga yuko umwe ahambiriwe ku wundi igihe cosetukiriho.

Gurtyo mwabajije yuko hoba hari ahantu ho mu Vyanditswe hajanyen'ivyo, ngo : « Mbega hariho ahantu aho ari ho hose ho mu Vyanditswe...»Sinshobora kuhatora, murabona, kuko Paulo yavuze ko abubakanye, iyo umwemu bubakanye apfuye, uwundi aba yidegemvya kwabira uwo agomba muMwami. Ariko kugeza aho... Mwiyubare cane. Ni vyo bivugwango : «... kugeza Urupfu rubatandukanije... »

Ni ivyo. Ico kintu mwarakirahiye, murabona; rero siniyumvira yukomushobora kubikora. Nimwagira ico mubona kandi kikaba ari co, ni vyiza cane.Ariko mu binyerekeye, nta co mbona.

47 IKIBAZO CA 6: Mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 6, «... ariko amavuta na vino ntugire icoubikorako!» Bisigura iki?

Ni Mpwemu Yera. Ivyo turamaze kubibona. Birashoboka ko ari umuntuyaje yatevye gato kwumviriza ubutumwa canke ata makaseti afise, murabona.«... Arikw'amavuta na vino ntugire ic'ubikorako.» Amavuta, na vino bisiguraiki? Amavuta, nk'uko twabibonye mu bigereranyo asigura Mpwemu Yera,murabibona.

Muri Bibiliya vino n'amavuta bishirwa hamwe mu gusenga. Kandivino, nk'uko twabibonye... Aho ni ho

naronkeye iki ciyumviro co gusisimuka.Vino irasisimura. Vino isanzwe ni ikigereranyo c'uguhishurirwa kukoisisimura.

48 Ni mwiyumvireko: igisisimura ishengero ni igiki? Ni uguhishurirwa.Murabibona? Gurtyo vino nsha, yoba... Ariko nimuvyiyubareko. Amavuta navino birajana mu gutanga ikimazi, birajana mu gusenga kw'ishengero.Nimubirabe bigashirwa hamwe, bigafatanirizwa hamwe.

Nimwaba mufise imirongo ihuye n'uyu nimuyige maze muzobonaimirongo myinshi aho vino n'amavuta babifatanya mu gusenga. Namba mufiseimirongo ihuye n'uyo muzobibona. Nimurabe n'ibi. Murabona ko amavuta yama ari Mpwemu Yera. Ivyotubisanga muri Ezekiyeli, mw'Isezerano rya Kera ryose no mw'IsezeranoRishasha ryose.

Ni kubera iki abarwaye tubasiga amavuta? Dusiga amavuta abarwayekubera ko amavuta agereranya Mpwemu Yera asukwa kuri bo, murabona? Zankumi z'ubwenge na zo nyene zari zifise amavuta; iz'ibijuju nta mavuta zarizifise. Mpwemu, murabona. Ni amavuta.

49 Amavuta agereranya Imana kandi Imana ni Mpwemu, murabona? Imana niYo Jambo «Mbere na mbere Jambo yariho kandi uwo Jambo yahoranyen'Imana; Jambo yambaye umubiri, kandi yari Imana. » None rero namba Ijamboubu riri ngaha mu mero isanzwe... murabona ko ubu vino ni amazi, nk'ukouguhishurirwa guhishura insobanuro y'Ijambo kugakabura uwizera, murabona.111. Oh, bene Data, baravuga bati : « Ivyo nta vyo nari bwigere mbona! Oh,bene Data, mbega ubwiza! » Ni ibiki ? Ni ugusisimuka gutewe n'uguhishurirwa.(Eka na jewe ivyo nta vyo nari nzi kugeza wa musi, igihe nari nicayeyo,murabona!) amavuta na vino bikora iki? Biseruka igihe haza uwugenderakw'ifarasi y'agafyiri muri ca gihe c'umwijima ari co igihe ca gatatu c'Ishengero.112. Ni mubone yuko aho hari amasigarira make gusa yaretswe, amasigariramake gusa, ariko ntihagire ikibi muyagirira. Kandi ndibaza yuko ni mwaronkaikaseti iriko ikigira gatatu kimatanije ca Gitabo, muzosanga vyose twarabisiguyemu buryo buramvuye.

50 IKIBAZO C'7: Mbega ga mwene Data Branham, Igitabo c'Ubugingo ca wa Mwagaziw'Intama ni co Gitabo c'Ubugingo nyene?

Cane nyene! Kubera ko umugambi w'ubucunguzi wose wanditswe muriico Gitabo, murabona? Amazina yabo ni co arimwo. Muravuga muti : «Eregamwene Data Branham, amazina yacu yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca WaMwagazi w'Intama. Iryanje ryanditswe kuri wa mugoroba.» Oya, si ivy'ukuri.Oya, si ivy'ukuri. Ejo bundi ku mugoroba mwaramenye gusa yuko ririyo, kukomurabona ko amazina yacanditswemwo isi itararemwa, murabona. Kandi niigitabo kimwe nyene.

51 IKIBAZO C'8: Mwene Data Branham, koko umuyuda wese yavutse kuva aho Yesu aziyeazokizwa? Na yo bamwe 144.000 bo ni ba nde? Mbega abo ni bo batoranijwebategerezwa gushirwako ikimenyetso ca Mpwemu Yera, igikorwa cabo na coni ikihe?

Aha hari ibibazo bitatu muri kimwe. Ng'iki rero ica mbere : Koko umuyuda wese yavutse kuva aho Kristo aziye kw'isi azokizwa ?

Oya. Nta muntu n'umwe azokizwa, kiretse abo amazina yabo yanditse muGitabo c'Ubugingo ca Wa Mwagazi w'Intama isi itararemwa, baba ari abayudacanke abanyamahanga. Nta bindi. Ico Gitabo kirimwo iryo banga kandi icoGitabo ubu niho kiriko kiriduhishurira. Ntigihishura buri zina ariko gihishuraibanga riri muri co igihe ayo mazina azoba ariko ahamagarwa. Ubu rero ivyomurabitahura ? Murabibona.

52 Ico Gitabo ntikivuga ngo : « Ehe Lee Vayle azokizwa muri kino gihec'Ishengero…» canke « Orman Neville…» canke uwo ari we wese. Oya ! Ivyontikibivuga ! Ico gikora gusa ni ukutwereka, kikaduhishurira ibanga ry'ico kintuico ari co. Ariko ubwacu turavyemera mu kwizera. Ni vyo navuze ejo bundi kumugoroba.

Hari uwavuze ati : « Nta co bizomarira kwiririwa ndagerageza. MweneData Branham ejo bundi ku mugoroba yavuze yuko i Yeferesonivile hazobonekaumwe gusa azokizwa! », murabona ? Ubu murabitahuye, nariko ndaberekaikigereranyo gusa. Si uko biri ! Vyoshika hakaba hazokizwa abantu ibihumbin'ibihumbi. Sinzi. Ndizigira yuko abo bose bazokizwa ariko nta co ndabiziko !Ariko ng'uku ukwo ngomba kuvyizera : ni yaba ari umwe gusa azobe ari jewe.Na mwebwe mutegerezwa kwizera uko nyene. Namba bitari uko ni ukuvuga kohari ikintu kitagenda neza mu kwizera kwanyu, muba mukekeranya mu vyomukora.

53 Mushobora gute guhangara urupfu gurtyo mutazi neza yuko mwakijijwecanke mutakijijwe ? Mushobora gute kuza ngaha maze mukabwira kirya kimugakiryamye harya carahumye kandi carazingamye muti : « UKU NI KOUHORAHO AGIZE, haguruka ! Yesu Kristo aragukijije !» ?

Muzoshobora gute guhagarara i ruhande y'ikiziga gikonje kandi cumyec'umwana haheze amasaha n'amasaha yapfuye, kirambaraye aho, gikanye kandicumye, maze muvuge muti : « UKU NI KO UMWAMI AGIZE, va hasi mazeuhagarare n'amaguru yawe!» Murabona ko bikwiye ko muba muzi ivyo muvuga.

Aho rero muravuga muti : « Ikintu cose kirindiriwe n'urupfu. Ivyiwevyaheze ! Ego, ariko iyo Ijambo ry'Imana rihishuwe mukamenya yuko ariImana, ivyo birahindura ibintu. Ni ivy'ukuri.

54 Ubu rero, ku vyerekeye abobayuda, abayuda bose ntibazokizwa. Haba na mba. Ntibazokizwa bose. Abari…bonyene…»Iyo avuze abayuda… Ndibaza ko babise abayuda mu nyuma y'ahobaviriye kwa Nebukadineza. Baciye batangura kubita abayuda kubera koumuryango wa Yuda watwawe ico gihe maze uko aba ari ko babita abayuda.Bahawe izina ry'Abayuda kubera baturuka i Yudaya. Ariko Isirayeli ni ikindikintu. «Isirayeli» n'«Abayuda» ni ibintu bibiri bitandukanye rwose. Murabona ko bose atari Abisirayeli, Oya ! Ni abayuda gusa, arikoIsirayeli… Paulo ntiyigeze avuga ko Abayuda bose bazokizwa ; avuga koabisirayeli bose bazokizwa. Kubera iki ? Murabona ko Izina rya Isirayeli ni izinary'Ubucunguzi kuva mu ntango, abisirayeli bose bazokizwa, ariko si Abayuda bose.

55 Ni co kimwe no mu banyamahanga ; hari ibihumbi n'ibihumbi vy'abantu,novuga amamiliyoni y'abava muri ayo madini ya gikristo, Ishengero rya Kristobo n'ayo mazina yose nk'ayo. Ivyo nta co bivuze. Ivyo ntibisigura yukobazokizwa. Abantu bavuga bati :« Mutegerezwa kuba muri iki n'iki, mw'idini, mw'idini kanaka. Namba izinaryanyu ritari mu gitabo cacu, mwarazimiye. »

Ayo n'amakoraniro yo gusenga gusa. Murabona ko ari amakoraniro yogusenga. Mushobora gukizwa mu buryo bumwe gusa, kandi «ivyo ntibiva kukugomba kw'umuntu, canke ku gushimika kwiwe, ariko biva ku Mana igiraikigongwe. » (Abaroma 9 : 16). Kandi Imana, mu kumenya ibitaraba kwayo,hari Ishengero yatoranije kubwo Ubwiza bwayo kandi abo ni bo bakizwa ;Ni ivy'ukuri !

56 Kandi ukwizera kwanyu aho ni ho gushingiye. Mwovuga muti : «Eregaaho ni ho ukwizera kwanje gushingiye» Ariko nimurabe ubuzima mubayehoingene bumeze ! Murabona yuko mutanabereye kubayo. Inanga yanyu ibaishinzwe ahatari ho. Iri mu musenyi aho kuba ku rutare. Umupfunda muto wozaubwa mbere woca uyishingura.

Ijambo ni ryahishurwa mu kintu kanaka muzovuga muti : «Ivyo ishengeroryanje nta vyo ryigisha !» Ivyo birerekana neza yuko mutari mushinzwe kurutare. Mwari ku musenyi. Ni ivy'ukuri !

57 Ubu bamwe 144.000 boba baratoranijwe ? Ego nta nkeka. Ni Abisirayeli,Isirayeli yo mu buryo bw'impwemu. Nimwiyumvire gusa ko hazoba hariamamiliyoni. Ubu sinzi abariyo uko bangana. Niyumvira yuko uwo mugwi woseutegerezwa kuzoba ari yo uri. Ariko ntibazokizwa bose ngo ni kubera bari iYudaya, murabona. Mbega hari ico muzi ku gitigiri c'abari hariya ubu ? Sinzi ariko igihe ukwoguhamwa kugiye kuza kuzotangurira, bazogenda barundanireyo.

58 Murazi konavuze ubutumwa kuri bo bwafashwe kw'ikaseti. Nayifatiye mu Burengero muri rimwe mu mashengero yitwa ay'Isezerano ry'…riri i… Oh ! Nibagiye iryozina. Hariya muri Afrika hariyo mwene ayo mashengero… Ni uko ! NiIshengero ryaringanijwe ukundi gusha ryo mu Buholande. Ni Ishirahamwery'Ishengero ryaringanijwe ukundi gusha ryo mu Buholande.

Namba ngaha hariho abantu bari mu bagize iryo shengero, ngirandabasigurire igituma. Muracahagaze kuri Katikisimu ya kera ya Heidelbergkandi ni co gituma mukiri Ishengero ryaringanijwe ukundi gusha ryo muBuholande, murabona. Si vyo ? Murashobora kuba mwarafashe izinary'irinyamerika, ivyo nta co bihinduramwo kuko hariya muracigisha yakatikisimu ya kera ya Heidelberg. Murabaza umwungere wanyu ko atari vyo.

59 Ni murabe neza ibi rero : barya 144.000, ni bamwe batoranirijwegushirwako ikimenyetso na Mpwemu Yera. Nta nkeka. Ni ukuri kutagabanije.Ni uko, bagenzi nkunda. Ubu rero, namba ntishuye mu buryo munyurwankumbure ni kubera ko nihenze. Yamara nabishuye aho ngeza kumenya,murabona. Ivyo vyose bihuje n'aho ngeza kumenya.

60 IKIBAZO C'9: Mwene Data Branham, ko wavuze ku vyerekeye rwa ruvyaro rw'inzoka…(Eh ! sinigeze mbona iki kibazo. Cansovye) … vyerekeye rwa ruvyarorw'Inzoka, muri rino yinga, mbega noshobora kubabaza kino kibazo ?Abagenzi banje bansavye ngo ndabasigurire Itanguriro 4 : 1 none nta vyonshoboye. Mbega mwomfasha ?131. Iki kibazo ntikijanye n'ivyo turiko turavugako ariko n'aho biri uko ndajakugerageza kucishurako uko nshoboye kwose mfashijwe n'Imana. Rekatubirabe. Reka mere nk'uwusubiramwo kino kibazo mu buryo buramvuye.Nibaza yuko aho ari hamwe yavuze ati : «Ndonse umuhungu kubwo Uhoraho.»Nibaza ko ivyo Eva yabivuze. Ngira ndabihinyuze kugira ndabimenye neza,kuko ejo bundi navuze amajana indwi aho kuvuga ibihumbi indwi.

61 Murabona ko ivyo bintera uruhagarara. Kandi bikwiye ko nama ngavyekuko umwansi azunguruka hose yivuga kandi ndabizi. Ni uko. (Itanguriro 4 : 1).«Kandi uwo mugabo abana na Eva umugore wiwe ; nukw'asama inda,avyara Kayini, aravuga ati Ndonse umuhungu kubw'Uhoraho.»

Ngomba mpfe kwishura ikibazo cawe, mwene Data, mushiki wanje ;muvyibuke, singomba kugutatira. Ngerageza kugufasha. Ndabakunda kandindakunda n'abantu boba baracokoye ibi bintu, ariko siniyumvira yuko uyumuntu yagomvye kubicokora. Murabona ko yavuze ati : « Ni mumfashe », kubera ko abantu bizera ivyo bintu ariko ntibafise ubumenyi buhagije buva kuriMpwemu Yera kugira ngo bamenye ico

bobwira abantu babibajije.

62 Nta nkeka ikibazo kiva ahavugwa ngo : Eva avuga ko yari yaronse uwomuhungu kubw'Uhoraho. Mwiyumvira yuko Ubugingo bwoshobora kuzagute butavuye ku Mwami, bwaba bwiza bwaba bubi ?

Ni nde yatumye Yuda Isikaryota aza mw'isi ? Nimumumbwire ! Bibiliyaivuga yuko yavutse ari « umwana wo kuranduka ». Murababaza ico kibazo ! Nink'urunyo ruri mu camwa citwa pome. Murabona ko batabishobora…

63 Ni mwaba mugomba kubinjiza mu bintu bimeze nk'ibirimwo ubuhinga,murabona, ngaha Eva aravuga (nimwaba mugomba kubivugako mu mvugoikoreshwa ngaha kugira ngo ivyo bintu bihishwe abanyabwenge n'abahanga),Eva, nk'uko ngaha bigisha, yavuze ko Imana ari yo yamuvyayeko umuhunguwiwe, ariko Imana ikaba idashobora kubikora, murabona.

Ubu rero nimwiyubare. Nagomba yuko mubona ibi, ngo : «Ndonseumuhungu kubw'Uhoraho.» [Itanguriro 4 : 1- U]. Ntimushobora gupfa icomubivuzeko. Bikwiye ko haba insobanuro y'ukuri, murabona. Nta nkeka.

Ku bijanye n'ivy'impwemu, twama dukurikira kamere y'abavyeyi bacu.Murabizi. Nimwitegereze kamere y'urya mwana. Ariko Adamu we, yariumuhungu w'Imana. Eva yari umukobwa w'Imana. Ni ivy'ukuri, ica mbere muvyo Imana yaremye nticari gushobora kugira akantu k'ikibi na gato. Ikibinticari kinazwi. None ni kubera iki Kayini yari umubeshi, umwicanyin'ibindi vyose ? Ivyo vyava he ? Ubwanyu nimwibaze ico kibazo. Ni uruvyarorw'inzoka ! Mbega Bibiliya ntibivuga ?

64 Nimwihweze urwo ruvyaro iyo ruva rukagera. Muri rwo yacitse… Isi niiya nde ? Ni iya wa murwanizi ! Ni nde ayigenzura ubu ? Ni wa murwanizi ! Niukuri kutagabanije. Wa murwanizi ni we agenzura isi. Ni we yabwiye Yesuati : « Raba ingene isa neza maze witegereze ubwiza bwayo bwose. Ivyo vyosendabiguha ni wansenga ! Murabona ? Ni we ayigenzura. Ubu ni we ayifise muminwe.140. Ubu nimwihweze ibi. Abana ba wa murwanizi ni incabwenge. Nimufateabana ba Kayini, nimwagomba, maze mubitegereze uko urunganwe rwagiyerukura urundi, muja gusanga bose bari abantu b'incabwenge. Ariko igihe Kayiniyica Abeli, mu gishingo c'uyo Imana yaciye iha Adamu Seti uyo na we akabayari ikigereranyo c'umugororotsi yaje gucungura, amaze gupfa akazuka. Kandikuva ubwo…

65 Ubu rero nimurabe bino. Kuva ku rubuto rwa mbere rusanzwe, abantubama bapfa (mbega ibi bintu muriko murabitahura ?). Uruvyaro rwa mbere rwomu ruvyaro rusanzwe ari na rwo rwari rwiza gusa mu buryo busanzwe, niikigereranyo c'ishengero rya none. Ni Abeli. Kandi kugira hakingirwe uruvyarorwari rugiye kuza, uyo yarapfuye kugira ngo urundi rushobore guhagurutswa,murabona, ku buryo vyari bikwiye yuko hongera kubaho ukuvuka (mbegamurabitahura ? Ni uko. Ibi ndabivuga gusa kugira ngo mutahure, murabona).

Ng'ivyo. Ni ikigereranyo gitunganye. Gurtyo rero, n'umuntu asanzweyavyawe na Adamu, se wiwe, yerekana imforo ya kameremere. Kandi ivyontibigenda neza. Umuntu w'inyama n'amaraso ntashobora kubonaivy'Imana. Ni co gituma habayeho Umuntu umwe yaje mu buryo busanzwemaze arapfa kugira ngo agarukane ivyo, kandi yagereranijwe mu rupfurwa Abeli no mu kumusubiriza Seti.

66 Kandi ni mwitegereze abo bantu uko bari bameze bo n'ico iyo mpwemuyagaragaje uhereye kuri we. Bari abantu baciye bugufi, abirimizi, aborozi. Arikonimurabe ivyavuye muri ubwo bwenge bw'isi : abantu b'incabwenge, abubatsi,abantu bahingura ubutare, bo n'ubumenyi bw'ubwoko bwose eka n'ivyo bintuvyose. Raba iyo ivyo vyabatwaye ! Bari hariya epfo maze Imana ibarandurabose, yarahoneje umwe wese muri bo ariko ikiza abaciye bugufi.

Mbega muri Matayo 5, Yesu ntiyavuze ati : « Hahirwa abatekerezakukw'ari bo bazoragwa isi »? Ni co gituma mutohagarika imitima. Abo bantunta co bafise bishimikiza. Murabona ko batemera yuko ari abana ba Kayini.Ariko ni mwaba mugomba kuvyumviriza, turafise ikaseti vyose bivugwamwomu buryo buramvuye, murabibona. Ni co gituma mutohagarika imitima.

67 Hariya ruguru ndafise ikinyamakuru cerekana ko abashakashatsi barikobaremeza yuko Eva atariye icamwa citwa ipome ahubwo yariye icitwa abricot!Ico kinyamakuru ubu ndagifise i muhira. Bavuga ko cari icamwa citwa abricot(mbega abantu bazogarukira he! Ni ivyiyumviro vy'umubiri). Bavuga kandiyuko Mose mu vy'ukuri atigeze ajabuka amazi, ahubwo ngo yaciye mu marengamenshi nk'aho coba ari Ikiyaga cayo; yuko yayoboye abisirayeli abacishije mugice ca ruguru c'Ikiyaga Gitukura. Aho hari ahantu hanini huzuye amarenga,ikiyaga kinini c'amarenga, ahantu higeze kuba hari amazi imbere y'uko akama.Rero Mose yoba yafashe iyo nzira ya hafi. Hanyuma amashengeroy'abahorotodogise ivyo akavyemera! Mwarabibonye. Amashengeroy'abahorotodogise aremera akizera yuko vyagenze uko.146. Oh, mbega wa muntu ntushobora kubona urwo ruvyaro rw'inzoka urwo arirwo, antikristo bo n'ivyo bintu vyose bivugwa aho? Nta nkeka!

68 IKIBAZO C'10: Mwene Data Branham murashobora gusengera... (aha ni uwusabagusengerwa)...gusengera umwuzukuru wanje arwaye inkorora imubabaje?Ari mw'ihoteli yitwa

Riverview.

Mwami Yesu, uno muntu yanditse ngaha ntiyabikoreye ubusa.Yarakubonye mbere wa mugoroba ukuraho burundu indwara y'amakonyera,uyikiza akana k'agahungu. Arazi yuko uri Imana Ihambaye, none tugushikaniyeamasengesho yacu kubwo uyu mwana w'umuhungu. Ni akire mw'Izinary'Umwami Yesu Kristo. Amen.

Iyo umuntu yanditse ikintu kanaka, ntibiba ari ivy'ubusa. Uko twobona koari ibisanzwe kwose, haba hariho ikintu kanaka inyuma, murabibona. Uyomupfasoni... ako kana k'agahungu... hariho ikintu kanaka.

69 IKIBAZO CA 11. Uyo Eliya azoza kubwira Ubutumwa Abayuda, mbega ni wa muntu nyeneyigera kuba kuri iyi si canke izoba ari impwemu ya Eliya iri mu wundimuntu? (Ndatinya... sinzi...Reka twongere tugisome). Uyo Eliya azozakubwira ubutumwa Abayuda (Oh ego!) mbega ni wa muntu nyene yigerakuba kuri iyi si, canke izoba ari impwemu ya Eliya iri mu wundi muntu?

Iyo mba nashobora kwishura neza kuri iki kibazo, nari gushobora nokwishura ku cerekeye Henoki, murabona, ariko sindabishoboye. Ikintu kimweconyene nzi ni uko Ivyanditswe bivuga ivyo ari vyo ariko vyoshoboka...noshigikira cane u... (reka ndabivuge gurtya kandi ndibaza yuko bene Databazokwumva amakaseti bazotahura). Nama nibaza yuko azoba ari umuntuyarobanujwe amavuta y'impwemu yari kuri bo kuko havugwa ngo : « Mbegaimpwemu ya Eliya ntiri kuri Elisa?» Impwemu ya Eliya. Kandi Elisa yakozeneza na neza nka Eliya, ariko sinshobora kuvuga ko ari ivy'ukuri. Sinzi,murabona. Ndiko mvugana ukuri namwe. Sinzi.

70 IKIBAZO CA 12: Mwene Data Branham, mbega mwoshobora kunyishura kuri iki kibazocerekeye umubatizo? Matayo 28 : 19 higisha Data, Umwana na MpwemuYera, Petero na we, mu Vyakozwe n'intumwa 2 : 38, akavuga ngo : Ni hehehabereye ukwo guhinduka kwo mu Vyakozwe n'Intumwa? Ariko jewendizera Umwami Yesu.150. Aho rero, mwene Data canke mushiki wacu, uwo uri wese wanditse kanogapapuro, nta guhinduka na mba kwabaye, murabona. Petero yakoze neza naneza ico Yesu yari yavuze ngo bakore. Ariko haje umuntu akavuga ati : « Nimukoreshe amatazirano : Data, Mwana, na Mpwemu Yera », ntaba akoze gusaivyo Petero yavuze ngo ntibikorwe, ahubwo ni ivyo Imana yavuze ngontibikorwe, murabona. Yesu yari yavuze ko ivyo vyari kumara igihe gito.Nagomba gusa kubereka ikintu kimwe.

71 Nashaka kwereka ikintu kimwe uwo muntu hamwe yoba ari hano. Ahangira ndahatereke ibintu bitatu. Ni murabe. Iki ni Data, iki ni Umwana iki na coni Mpwemu Yera, nk'uko abanyabutatu bavyizera, bo bizera ko hariho batatubatandukanye. Murabona ko ari vyo bizera.

Ubu reka turabe ibi. Muri Matayo 28 : 19, Yesu yavuze... ariko rekatubisome kuko ngomba kumenya neza yuko ndabivuze uko biri. Ndaziamatazirano muvuga, ariko nagomba kubivuga uko We yabivuze. Reka duhereku murongo wa 16.« Maze ba bigishwa cumi n'umwe baja i Galilaya ku musozi Yesuyabarangiye; bamubonye, baramusenga, ariko bamwe barakekeranya.Yesu arabegera, arababgira ati Jewe nahawe ububasha bwose mw'Ijuruno mw'isi. »

None ubushobozi bw'Imana buri hehe? Imana iri hehe? Namba ububashabwose bwo mw'Ijuru no kw'isi bwaratanzwe, none Imana iri hehe? Iri ngaho!Murabona, ivyo ni vyo ariko arababwira.« Nuko ni mugende muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatizamw'izina rya Data wa twese n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera... »

72 Ng'ico ico abizera ubutatu batinya. « Ndakubatije mw'Izina rya Data,mw'Izina ry'Umwana no mw'Izina rya Mpwemu Yera. ». Ariko ivyo ntibiri nomu Vyanditswe Vyera, murabona. Yavuze ati : « Mubabatize mw'Izina ryaData, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera », atari... Bo baca bashira izina imbere y'itazirano ryose, Izina. Ariko nimwiyubare cane kuri ibi; ntiyavuze ati :« Mubabatize MU MAZINA », ariko ni mw'Izina rimwe, Izina rya Data,Umwana na Mpwemu Yera. Murabona?

Ubu rero nagomba ndababaze ikintu kimwe. Mbega Data ni izina?[Ikoraniro ryishuye riti : Oya! ]. Mbega Umwana ni izina? [Ikoraniro ryishuyeriti : Oya! ]. Ba Data bari ngaha ni bangahe? Ni nde muri mwebwe yitwa « Data» ? Abana bari ngaha ni bangahe ? Ni nde muri mwebwe yitwa « Data », «umwana » canke « ikiremwa muntu »? Murabibona ?

73 Ni nk'umugore yigeze kuvuga igihe kimwe ati : « Mwene Data Branham,Mpwemu Yera ni Izina. Ni umuperesona ».

Nca ndavuga nti : «Ndavyemeye. Ndi umuperesona ariko izina ryanje siUmuperesona.» Ndi umuperesona, murabona. Izina ryanje ni William Branhamariko ndi umuperesona. Mpwemu Yera ni umuperesona. Ni co We ari. Si izina.Ni iritazirano ry'Imana, murabona. Ni iritazirano riranga ico Imana iri, ico iri. Kandi yavuze ati : « Nimugende muhindure amahanga yose abigishwa,mubabatiza mw'Izina rya Data, iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera », atarimw'Izina rya Data wa twese, mw'Izina ry'Umwana no mw'Izina rya MpwemuYera. Ariko ni mw'IZINA rya Data wa twese, iry'Umwana n'irya MpwemuYera.

Kandi namba Data, Umwana na Mpwemu Yera atari amazina, ni ibiki ?Yaravuze ati : « Mw'Izina ». Nimwaba mugomba kuvuga yuko ari amazina, niirihe zina ? Nimwaba mugomba ko izina muryita itazirano, muraheza mucemubatiza mu rihe tazirano ? Data canke Umwana ? Murabona ko ari murudende.

74 Birakwiye ko tugaruka aho, ni ukuvuga mu gice ca nyuma ca Matayo. Nink'uko nama ndabisigura. Musomye iherezo ry'inkuru z'abakundanye,ahanditswe ngo : « Hanyuma y'ivyo Yohana na Mariya babaho banezerewe »,ntimuba muzi Yohana na Mariya abo ari bo. Ni co gituma bica bibasaba komugaruka aho izo nkuru zitangurira kugira ngo mumenye Yohana na Mariyaabo ari bo. Murabibona ?

Kandi ni vyo mukora ngaha muri Matayo. Muba musomye agace kanyuma ko muri izo nkuru. Ariko ni mugaruke ku ntango ya Matayo mazemusome intango y'izo nkuru. Ni ho rero muzoca mutahura igice ca nyuma caMatayo bo n'imirongo yaco ya nyuma.

Ni nk'iyo mufashe igitabo canyu kivuga inkuru z'abakundanye mazemugasoma ngo : «Hanyuma y'ivyo Yohana na Mariya babaho banezerewe. YariYohana Jones na Mariya Naka. Oya yari Yohana Henry na Mariya Naka nanaka. Canke naho yari Yohana naka na naka na Mariya uyu canke uyu. »Murabona ko hamwe n'ivyo vyose mutarabimenya. Ikintu conyene co gukorakugira ngo mubimenye neza, ni ukugaruka mu ntango y'igitabo mazemukahasoma. Ntimushobora gufata agace ngaha canke hariya. Kugira ngomuronke ikintu kiboneka mutegerezwa gushira hamwe vyose.

75 Reka rero tugaruke muri Matayo, igice ca mbere, ari co kivugaivy'amamuko kuva ku murongo wa 1 gushika ku wa 18 : « Ukuvuka kwa YesuKristo kwabaye gurtya. » Mbega si ivy'ukuri?

Ubu rero nagira ndababaze ikintu kimwe. Ibi ni muvyumvirize kandi ibibintu ni mwebwe muja kuvyita amazina. Iki ni nde ? [Ikoraniro ryishuye riti : «Ni Data »], ubu naho ni Imana…[ Ikoraniro ryishuye riti : « Mwana »], Ubunaho ni Imana… [Ikoraniro ryishuye riti : « Mpwemu Yera »]. Uyu ni nde ?[Ikoraniro ryishuye riti: « Umwana »]. Ni uko. Ubu rero twahageze. Ubu reromwariko muvuga ngo iki ni nde ? Imana ni nde ? [Ikoraniro ryishuye riti : « Mpwemu Yera »]. Mpwemu Yera. Ni uko.Ni vyiza cane.«Ukuvuka kwa Yesu Kristo kwabaye gurtya : nyina Mariya yar'akowe na Yosefuataramurongora bamubona afise inda yavuye kuri… [Ikoraniro ryishuye riti : «Mpwemu Yera »].

76 Ariko nagira ngo mwari mwavuze yuko Imana yari Se. Ngaha rero habahariho ikintu kitari co. Ntashobora kugira ba se babiri. Murabizi! Hari reroikintu kitari co. None ni uwuhe muri aba bantu (namba hari abaperesona batatu),ni uwuhe muri bo ari se? Ngaha Bibiliya iravuga itomoye iti : « … bamubonaafise inda yavuye kuri Mpwemu Yera... » Muri ivyo Imana Data nta ruharaibifisemwo. Yamara Yesu avuga ko Imana ari Yo Se, kandi turazi yuko Imanaari Yo Se. Afise rero ba Se babiri ! Ata gukekeranya na mba rero yoba ariumwana w'ikivyarwa. Murabona iyo ivyo bibajana ? «Ariko Yosefu, umugabowiwe, kukw'ar'umugororotsi, kandi kukw'atagomvye kumutetereza, yiyumvirakumubengera mu mpisho. Akivyiyumvira…»

77 Ni mwibuke ko yari umuntu w'umugwaneza. Muri ako kanya ukubokokw'Umwami kuba kuri hafi. Abatoranijwe, ivyo baraja kubitahura.Akivyiyumvira, umumurayika w'Umwami Imana amwiyerekera mu nzozi (mbegamuriko murakurikira muri Bibiliya zanyu ? Ni vyiza cane), aramubwira, atiYosefu, mwana wa Dawidi, ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe,kukw'atwaye inda… y'Imana Data. »

Mbega nasomye nabi ? Nta nkeka ! Inda yasamye nta co yapfana n'ImanaData. Yari Mpwemu Yera. Ariko ubu turazi yuko Imana ari Yo yari Se. Mbegasi ivy'ukuri? None ni ibiki? Mpwemu Yera ni Mpwemu w'Imana. Ntibiseswa.

Ubu rero mwatahuye, si vyo?

78 Imana Data, na Mpwemu Yera niUmuperesona umwe nyene, atari aho yoba yari afise ba se babiri. None uwomusenga ameze gute ? None ubu Imana mufise imeze gute ? Murabibona?Imana Mpwemu Yera bo n'Imana Data ni Impwemu imwe nyene. « AzovyaraUmwana w'umuhungu (uyu muperesona), na we uz'umwite (iki? Izina ryiwe. Ikinimucibuke, Izina ryiwe) YESU, kukw'ari we azokiza abantu biwe ivyaha vyabo.Ivyo vyose vyabaye birtyo ngw'ivyo Umwami Imana yavugiye mu kanwak'uwavugishwa na we (ari we Ijambo rizako) biboneke, ngo Raba inkumiizotwara inda, ivyare Umwana w'umuhungu, Bazomwita Imanweli;risobanurwa ngw'Imana iri kumwe natwe. »

79 Izina ry'Imana ni irihe? Izina rya Data, Umwana na Mpwemu Yera niirihe? Bibiliya ivuga ko Yesu ari ryo ryari Izina ryiwe. Wa muntu yagombaguhakana ivyo, umusi umwe yaraje ngaha ku rusengero maze aravuga ati : «Mwene Data Branham yikuyeyo kera, ariko ubu ho nta vyo aja gushobora. Neza na neza ngaha haravugwa abaperesona batatu batandukanye bimwe bidaseswa.Muri Matayo igice ca gatatu, Yohana yari ahagaze ariko aravuga ubutumwa.Ubwo nyene Wa Mwana aba arashitse ngo abatizwe. Yinjira mu mazi mazearabatizwa na Yohana, araheza arava mu mazi. Ijuru ni kwo gucarimwugurukira maze Mpwemu Yera arururuka avuye mw'Ijuru asa n'inumahanyuma Ijwi riva mw'Ijuru riravuga riti : « Uyu ni we Mana wanje nkunda,aka... Aha rero hari abaperesona batatu batandukanye mu mwanya umwe! » Oh,bene Data!

80 Ivyo bitwereka gusa yuko abantu batabatijwe kandi batahamagariwegushitsa ibango ry'igikorwa ata co bafise co gukorera ahavugirwaUbutumwa. Ni ivy'ukuri. Imana imfashije, uyu muntu noshobora kumubwiraibintu vyinshi bikamurengera kugeza aho azungurirwa. (Sinagomba... Ivyo sivyiza. Numbabarire! Sinagomba kuvuga ivyo! Mwami, sinabigomba. Numviseyuko ankangira kubera ivyo. Uko si ko nagomba kubivuga. Ndababaye).Ndibaza ko Mpwemu Yera yoshobora kugira akabanga ahishuriye uyu muntu.Ivyo ni vyo vyoba vyiza.

Ni nk'iyo muriko muravuza igicurarangisho. Bishitse mugakora ikintukitari co murabimenya. Ni vyo biba no ku mukristo. Muravuga ikintu kitari cokandi Umwami ivyo atabikunda. Murabona, ni jewe nari ninjiye. Ariko ntaruhara ndabifisemwo. Jewe ubwanje singomba ko mboneka. Ni We abereye.Nitumureke akore, yikorere igikorwa. Ni We avuza. Inzamba ubwazo ntizivuga.Ijwi riva mu wuyivuza ni ryo rituma hasohoka ijwi.

81 Ubu rero nimwumvirize neza ibi. Uyo muntu yasobanuye nabi Ijambo.Nimwibuke yuko vyahishijwe abanyabwenge n'abahanga ariko bigahishurirwainzoya. Ng'uyo rero uyo muntu umwe rudende ari We Yesu Kristo ahagazekw'isi. Ijuru birumvikana yuko ari ikirere kiri hejuru.

Ubu nimwitegereze ibi. Igihe Yohana yashinga intahe... Uwo mugaboyavuze ko aho hari Imana Data hakabaho n'Imana Mpwemu Yera isa n'inuma,maze ubwa nyuma hakaba Imana Mwana, Zose hamwe zikaba abaperesonabatatu. Ni ikinyoma. Yohana, ahagaze harya yari azi yuko yari Umwagaziw'Intama.

Yohana yavuze ati : « Ndashinze intahe yuko nabonye Mpwemu amanukaasa n'Umwagazi w'intama... » Nagomba kuvuga : asa n'inuma. Yari Imana,Mpwemu. (Murabona ko ari co kimwe na wa musi ku mugoroba, murabona,igihe navuga amajana indwi). Mpwemu w'Imana... Aho hari Umwagaziw'Intama. Na We Mpwemu w'Imana... Inuma yari Imana. Mpwemu w'Imanayamanutse ava mw'Ijuru maze Ijwi rivugira mw' Ijuru, riti : « Uyu ni we Mwanawanje nkunda, akampimbara. » Ububasha bwose bwo mw'Ijuru no kw'isi narabuhawe. Murabibona? Ni We. Ubu none Izina ryiwe ni nde? [Ikoraniroryishuye riti : Yesu.] Nta nkeka!

82 Gurtyo rero, ku vyerekeye ivyiyumviro ngenderwako vy'ubutatu vyemeza ko hariho imana zitatu zitandukanye, ni ubupagani. Muri Bibiliyaivyo ntivyigeze vyigishwa. Ivyo ntivyigeze vyigishwa mu butumwa bw'Intare,ariko ivyo vyemewe mu gihe cakurikiye kandi ivyo vyari antikristo. Murabazauwo ari we wese mushaka, umunyetewolojiya uwo ari we wese. Ivyo nta handivyigeze bizanana atari mu buryo bw'inyigisho z'abanikolayiti.

Ni co gituma yasohokanye na Luther. Ni co gituma yabandanije na JohnWesley maze ishika no mu gipentekote. Mu gihe c'abapentekote vyaraserutsekugira ngo izane idini ry'abizera Yesu wenyene. Na co nyene ni ikinyoma! Yesuyoshobora gute kuba Se wiwe bwite? Murabibona? Ivyo ntibibaho.

83 Yamara hariho igihe c'Inkukuma gitegerezwa gushika. Ni co gihe ayomabanga yose ategerezwa gutomorwa. Data, Mwana na Mpwemu Yera niamatazirano y'Umwami Yesu Kristo. Reka tuyihweze yose uko ari atatu.

Matayo yavuze ati : « Data, Mwana na Mpwemu Yera. » Petero avuga ati :«Umwami Yesu Kristo. » Data ni nde? «Uhoraho yabwiye Umwami wanje ati :Niwicare i buryo bwanje. » Mbega si ivy'ukuri? Data, Mwana ari We Yesu,Mpwemu Yera, Logos [Ijambo-Umwanditsi] yavuye ku Mana. Data, Mwana naMpwemu Yera ni amatazirano y'Imana ubwayo yigaragaje mu buryo butatubudasa canke mu biyiranga bitatu.

Kugira ngo ivyo tuvyereke neza abatobitahura, reka tuvuge yuko arink'ibikorwa bitatu vya ya Mana nyene. Mu vy'ukuri ni ibikorwa bitatu vya yaMana nyene, Imana ishitsa ibikorwa bitatu bidasa, Imana igakora nka Data,igakora nk'Umwana, igakora nka Mpwemu Yera. Imana itunganye mu buryobutatu.

84 Mbega muribuka igitigiri ca antikristo? Ni kane. Murabibona? Imana nkaData, Mwana na Mpwemu Yera ni neza na neza Umwami Yesu Kristo. Iyotubatije mw'Izina rya Yesu gusa, si vyo. Gupfa kubatiza mw'Izina rya Yesusi vyo na gatoya.

Ndazi ba Yesu benshi. Ibihugu bivuga ururimi rw'ikilatini vyuzuyemwoabitwa Yesu! Ariko uwo tuvuga ni Umwami Yesu Kristo. Ivyo bivuga neza naneza uwo ari We.

Tugomvye kuvuga kuri jewe ubwanje, hari ba Branham benshi, ariko hariWilliam Marrion Branham umwe wenyene, na we ni jewe. Yamara ngaha hari ba William Branham bandi benshi canke abandi. Ariko iyo twambaza Umwewenyene, Umwami Yesu Kristo, tutamwitiranya, yarobanujwe amavuta, niumwe gusa.183. Ni ivy'ukuri. Nimwaba mugomba kubaza ikindi kintu, muranyandikiraagakete canke ikintu nk'ico, canke muzobimbaze igihe nzotandukira ibindibibazo. Ubu nagomba gutera nja imbere kugira ngo ndabe yuko twoshoboragusengera bamwe bamwe muri abo barwaye baremvye.

85 IKIBAZO CA 13: Mwene Data Branham, namba iki kibazo kidahuye... ntimucishure(ng'uyu muntu ameze neza. Ibi ndabikunda) abana bazozamurwa niabahe? Mbega abana bato na bo nyene bazogenda?

Ndabashimiye.

Uyo muntu nta zina ryiwe yashizeko. Mutabikoze, mbere ntibinakenewe.Ariko murabona, igihe Imana yashira izina mu Gitabo c'Ubugingoc'Umwagazi w'Intama imbere y'uko isi iremwa, nta kintu na kimwe kibahogishobora kurihanagura, kuko ryandikishijwe wino y'Amaraso ya Kristo.Yaba angana gurtya, akaba angana uku canke uko ari kwose, azokwigira ukobiri kwose.

86 Abana bose, ishengero ryose, ibiriho vyose... Imana, kubwo kumenyavyose kwayo... Twebwe, ntitubizi. Mwovuga muti : « Mwene Data Branham,mbega mwokwemeza ko murimwo? Haba na mba, sinshobora kuvyemeza.Imana irashobora kunkoresha nk'igikoresho kubwo ikindi kintu namweikabakoresha co kimwe, ariko ndizera yuko nakijijwe kubwo ubuntu.Sinakijijwe kubwo ubumenyi ariko nakijijwe kubwo ukwizera. Ukwo nikwo mwakijijwe. Ukwo ni kwo twese twakijijwe.

Yamara mwibuke yuko Imana itagira aho igarukira. Mbega ivyomuravyizera, Ntigira aho iherera. Kuba itagira iherezo bituma iba iyizi vyose.Mbega ivyo muravyizera? Kuba ata co itazi bisigura ko Izi vyose. Ntishoborakuba ata co itazi ngo igire iherezo. Murabona, nta na kimwe cigeze kubahoitigeze imenya. Yaramenye umubu wose uzobaho kw'isi n'incuro uzokubitaamababa bo n'incuro uzorya abantu, bo n'igitigiri c'ivyo vyose hamwe.

87 Yari izi impwemu zose muzohumeka bo n'aho zizogarukira mu kwinjiramu mahaha yanyu. Uko ni ko kuba iyitagira aho ihereza. Kandi namba itagiraiherezo, ivyo bituma iba izi vyose. Mbega ivyo si ivy'ukuri? Kandi namba izivyose, ivyo bituma ibera hose icarimwe kuko izi neza na neza umunota, isaha,agace gato kose k'umwanya, akanya isase, ku ca 55.000 c'umusegonda c'ahoikintu kizobera. Murabibona? Mbega ubu ico ciyumviro muragitahura? Rero izivyose. Ni na co gituma ifise ububasha bwose, ikaba izi vyose kandi ikabaishobora gukora vyose. Ubu rero reka turabe. Abana bose Imana... Abo Imana... bose... Nimwibuke yuko igihe hari Yesu, Bibiliya ivuga...

88 Turazi yuko Yesu yishwe hafi nko mu mwaka wa 30. Mbega si ivy'ukuri?Hari nko hagati mu mwaka wa 30, ngereranije. Kandi Bibiliya ivuga yukoyishwe imbere y'uko n'isi iremwa. Igihe wa Mwagazi w'intama yakererwakugira ngo acungure ico Gitabo... (Ubu rero ng'iki ikintu ciza cane. Ni cocashobora gutuma haba ugusisimuka! Murabona. Igihe wa Mwagazi w'Intama...

Nimwibuke rero ko Bibiliya ivuga yuko ca Gitabo c'Ubugingoc'Umwagazi w'Intama canditswe imbere y'uko isi iremwa maze izina ryawerica rirandikwa kandi rikaba ryari mu Gitabo igihe wa Mwagazi w'Intamayakererwa isi itararemwa mu ntumbero yo gucungura izina ryose ryariryanditswe muri ico Gitabo. Mbega ubu ivyo murabitahura?

Murabona, vyose biratunganye. Ivyo bikora neza na neza nk'uko isahay'Imana ikora, nk'isaha izunguruka. Izina ryawe ryanditswe yo imbere y'uko isiiremwa, igihe wa Mwagazi w'intama yakererwa kugira ngo acungure abari muriico Gitabo. Ubu rero aregereza maze agafata ico Gitabo kugira ngo akomozeabo yacunguye. Ariko singomba gutangura ico cigwa ahandi ho sinoshoborakwishura ibindi bibazo uno musi. Ni uko.

89 IKIBAZO CA 14a: Ikibazo. Mbega ukuzimu ni co kimwe na ca Kiyaga caka umuriron'amazuku?

Oya. Ico bise ukuzimu mu guhindura Bibiliya mu zindi ndimi, nibaza...Ariko ngaha hariho abantu bize cane. Ngomba kububahiriza. Ngaha harihomwene Data Iverson, mwene Data Vayle n'abandi benshi muri abo bene Databanonosoye ivya tewolojiya. Ijambo ryahinduwe mu zindi ndimi ni hadèsrisobanurwa ngo imva (kuzimu). Mbega ni ivyo? Ni ryo jambo ry'ikigirikirisigura imva. Ariko ca kiyaga caka umuriro ni ikindi kintu kuko muVyahishuriwe Yohana kuzimu n'ibindi vyose biratabwa mu kiyaga cakaumuriro. Ni uko. Turabe ibikurikira.

90 IKIBAZO CA 14b: ...bitari uko naho, mbega ico kiyaga caka umuriro gihoraho?

Eka namba. Nta na buhoro buhoro! Nta na kimwe mu vyaremwe gihoraho.Ivyaremwe vyose... Ni co gituma hadashobora kuba hariho umuriro udahera. Nihagira uwuza akababwira yuko muzosha mu muriro udahera, nagomba kubonaahantu ho mu Vyanditswe havyemeza. Nta kintu nk'ico kibaho. Ukuzimu kwaremewe Umurwanizi n'abamarayika biwe, antikriston'abantu biwe; ni ukuvuga wa murwanizi, umurwanizi yambaye umubiri.Kwaremewe guhonya. Mw'isi nzima no muri vyose ikintu kimwe conyene ni cogihoraho, ni Imana.

91 Imbere y'uko habaho akantu ide canke akantu kanyuma gato kabaho,imbere y'uko habaho umuco ushika kw'isi na mukeya, uduce dutodutodushoboka canke ibindi, Imana ni Yo yariho. Ni Yo Muremyi. Kandi uburyobwonyene ufise bwo kuba uwuhoraho ni ukwakira Ubugingo buhoraho, mukigiriki nibaza ko ijambo ribusobanura ari Zowe. Mbega koko ni vyo? Zowe. Imanarero ibashiramwo ubwo Bugingo nk'uko so yabavyaye abashiramwo ubuzimabwiwe kubwo amasezerano yo kwabirana yagiraniye na nyoko kandi ivyobituma agira umunezero wo gushira (muratahura ico ngomba kuvuga), wogutanga ubuzima ku mwana w'umuhungu.

Ukwo ni kwo Imana ikora. Ihimbarirwa no gutanga Ubugingo bwayo muMwana w'umuhungu. Murabibona, Kandi aho rero muba mucitse agace kayoari ko Zoé, Ubugingo bwite bw'Imana. « Ndabaha Ubugingo budashirakandi nzobazura ku musi w'imperuka.» Ni co kintu conyene gi... MufiseUbugingo budashira. Kandi ubwo Bugingo burazi Umubiri wayo mazebukamenya ko butegerezwa kwigaragaza. Ntibibushobokera yuko bugumangaho ata co bukora.

92 Mu gihe Mpwemu wa Kristo yatambatamba hejuru y'umubiri (Mpwemuw'Imana ari hejuru ya Kristo muri ico gihe ciza cane) yari azi ko uzozuka. Ni kobimeze no ku bera mu mibiri yabo.

Ubu rero nimwibuke ko Yesu, igihe yapfa, vyabaye ngombwa kuja ikuzimu kuko vyari bikwiye ko ajayo. Hariho inzitizi y'icaha maze aca abwiraubutumwa impwemu zari i kuzimu zitari zarihanye mu misi Nowa yamazeyihanganye. Mbega si vyo? Yaramanutse i kuzimu maze abwira ubutumwaimpwemu zari zaratandukanye n'Imana. Urupfu rusigura ugutandukana. Zarizaratandukanye n'Imana kandi ntiyari gushobora kugaruka. Kandi Yesu yagiyegushinga intahe yuko ari We yari Umwe yari yaravuzweko, uruvyaro rw'Umugore.

Murabona ico uruvyaro rw'inzoka rwakoze? Iherezo rya Antikristo niRupfu, ugutandukana. Ni ifarasi ibenjutse. Iherezo ry'uruvyaro rw'umugore, niubugingo, ni kw'ifarasi y'igitare, ni Yesu Kristo. Murabona? Haca haba iki? Nirumwe ruhaguruka kurwanya urundi, uruvyaro rw'inzoka rurwanyauruvyaro rw'umugore. Mbega ubu ivyo murabitahura? Oh, aha twoshoborakuba turahagumye (mbega ntivyoba ari vyiza?) ariko reka tugarukire aha.

93 IKIBAZO CA 15: Mwene Data Branham, mu ca mbere kimatanije ca Gitabo, uwugenderakw'ifarasi yiwe wa mbere yoba ashitsa II ab'i Tesalonike, uguhishurwa kwawa mugarariji?

Ego. Ni vyo. Ni co akora. Ni wa mugarariji. Aguma ari wa mugabo nyene.Aratera intambwe ku yindi gusa kugeza ashitse kw'ifarasi ibenjutse yitwa rupfu.Kristo We, aca mu gutsindanishirizwa n'ukwezwa agendera kw'ifarasi y'igitarekandi murabona, ni ukugira azane Ubugingo.

94 IKIBAZO CA 16: Mbega ni ibiki bizoshikira abizera bavutse ubwa kabiri bari mu madiniatandukanye ariko ntibabe mu Mugeni wa Kristo ? Ni ibiki bizobashikako?

Ubwo nibaza yuko twamaze kubisigura haraciye umwanya muto. Bazojamuri vya vyago bihambaye. Bazokwicwa muri vya vyago bihambaye mazebasubire kuboneka kw'iherezo, mu nyuma ya ya Myaka igihumbi ; kugira ngobacirirwe urubanza, murabona, kuko Bibiliya ivuga ko abapfuye bandibatazosubira kubaho, imbere y'uko ya Myaka igihumbi ihera. Hariho rero izukarizoba, abagororotsi n'abatagororotse bazorenguka maze bacirirwe urubanza naKristo bo n'Umugeni. Azoza kw'isi azananye n'amasinzi y'amasinzi y'aberabiwe. Mbega si ivy'ukuri ? Umugeni wiwe.

Intebe y'urubanza izoca ishirwaho maze ibitabo bice vyugururwa kandiikindi Gitabo gice cugururwa ari Co Gitabo c'Ubugingo. Aho rero acaatandukanya impene n'intama. Mbega si ivy'ukuri ? Abo nta na kimwe bapfana n'Umugeni. Uyu We aba ari ku ntebe y'urubanza ari kumwe n'Umukwe wiwe,Umwamikazi bo n'Umwami bari kumwe.

95 Azoza azananye n'abera biwe kandiamasinzi n'amasinzi bazomukorera, We n'Umugeni wiwe. Intebe y'urubanzaizoshirwaho. Aho rero intama zizoca zitandukanywa n'impene. Kuri ivyo,nimwibuke ivyo nari navuze wa musi ku mugoroba bijanye n'ukurimburakw'umwungere w'inka kugira ngo mutahure. Murabibona ? Ni ivyo.

Ishengero, abantu bari mu madini maze bakaba ari abakristo b'ukuri, arikobakaba batigeze bakira ubu Butumwa… ntibazokwigera babubona. Kandi abarimw'ikoraniro rivanze bakaba barabubwiwe bizobaca hejuru, ntibabutahura,kiretse namba amazina yabo yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagaziw'Intama.

Yamara ni abantu b'intore, kandi bazozuka maze bacirirwe urubanza,bacirirwe urubanza n'abababwiye Ubutumwa. Mbega ntimuzi yuko aberabazocira urubanza isi ? Murabona ko abo ari bo bazobubwirwa. Ubwobazobubwirwa n'abantu nyene babashingiye intahe y'ubutumwa bwababwirango basohoke. Ndizigiye ko ivyo bibasigurira ivyo bintu. Ndacafise ibibazovyinshi cane ngaha.

96 IKIBAZO CA 17. Mwene Data Branham, mbega umumarayika agira indwi afise impwemuya Eliya ni we nyene atumwa kuri vya 144.000 vy'Abayuda muri ya myakaitatu n'igice iza inyuma y'izamurwa ? Bamwe bamwe muri twebwe ivyontibabitahura neza.

Oya si bamwe. Ni abantu babiri batandukanye. Umwe Elisa yari yaje mumero ya Eliya ntiyari Eliya. Kandi impwemu ya Eliya yaje mu muntu yitwaYohana Umubatizi ntiyari Eliya. Kandi n'Umuntu ari we umumalayika-ntumwayo kw'iherezo ry'igihe ca Lawodikiya ntazoba ari Eliya bwite. Azoba ariumuntu wo mu banyamahanga atumwe ku bantu bayo.

Impwemu ya Eliya, ni yaza mu bwoko bw'i wabo, azoba ari Umuyuda,kuko uko ari babiri bazotumwa

ku bwoko bwabo bwite. Uko ni konabihishuriwe.

97 Igihe nariko ndabivuganako na Tommy Osborn mu gihe ciwe, ivyo ntavyonari nzi. Narasengera gusa abarwaye. Hari haje umupfasoni aturutsemw'Ishengero ry'Ubutumwa bwiza ry'i Fort Wayne, umumisiyonari w'umugoreyaje kuvugira Ubutumwa mu bindi bihugu. Amabere yiwe yari yavyimvyenk'uku, kanseri yayabojeje. Yari yaje mu gasengero ko ku kabarabara twabako. Nari nasengeye uwo mushiki wacu muhire aca arakira maze asubira iyo yarikoaravugira ubutumwa.

Igihe yagaruka avuye muri Afrika yaransigiye agatabo kavugaivy'ukuvuga Ubutumwa mu bindi bihugu. Nariyumvira nti : « Buryaabamisiyonari ni abantu bameze neza cane !» ariko sinari bwigere niyumvamwocane ivy'abamisiyonari. Nariyumvira nti : « Erega ni igikorwa gisanzwec'Imana nk'uko ikibanza canje nanje kiri ngaha kw'ibarabara rya Eight andPenn », kandi nabandanije gukora neza uko nshoboye kwose.

98 Ariko umusi umwe, nicaye mu biro vyanje, nakira ico gitabo. Harikoigicapo c'umwirabure. Yari umutama w'imvi, kandi munsi y'iyo shusho harihanditse ngo : « Wa muzungu we, wa muzungu we, so yari hehe ? Ubu ndashajekandi ivyiyumviro bisigaye biza bitevye kandi singitahura ibintu cane. Iyo njakumenya Yesu nkiri umusore ; nari kuja kumubwira abantu b'i wacu. »

Nuko, maze gusoma ivyo, hari ikintu cambwiye giti : « Ongera ubisome,ongera ubisome. » Nca nkomeza gusoma… ariko ivyo bintu murabizi.Narasoma ngasubira. Hari ikintu kiba kirimwo !

Ni nka wa musi i Green's Mill hamwe nari nsohotse mva muri rya senga.Sinashobora gutahura ingene abantu bashobora kuvuga mu ndimi no kuvuza akaruru babitewe na Mpwemu Yera w'ukuri, ariko n'aho biri uko bakaba ari baantikristo. Barashobora kuvuga mu ndimi bakoreshwa na Mpwemu Yeranyakuri, barashobora kuvuga mu ndimi ariko n'aho vyari uko bakaba bariamadayimoni! Ni ivy'ukuri! Nobibemeza. Ego, vy'ukuri!

99 Ariko nimurabe igihe bakora ivyo. Gurtyo kuvuga mu ndimi si cokigaragaza Mpwemu Yera. Ni imwe mu ngabire za Mpwemu Yera. Kandi wamurwanizi arashobora kwigana ivyo Imana yatanze vyose, ugukiza indwarakuva ku Mana n'ibindi vyose. Yesu yaravuze ati :« Benshi bazombgira kuri wa musi, ngo Mwami, Mwami, ntitwavugishwan'Imana mw'izina ryawe, ntitwasenda abadayimoni mw'izina ryawe, ntitwakoraibitangaza vyinshi mw'izina ryawe? (Baravuze ubutumwa bwiza). Ni honzobajinjiburira, nti ntaho nigeze mbamenya; mviraho, mwa bakora ibizira mwe»

Bibiliya ivuga ko imvura igwira abagororotsi n'abagabitanya. Yamaraicatsi kibi kimera mu murima w'ingano kirashobora na co nyene guhimbarwakikavuza akaruru nk'ak'ingano kubera amazi yabiguyeko ari amwe kuko imvurayabirungikiwe vyompi. Muzobamenyera ku vyo bama.

100 Ako katsi kabi karashobora guhaguruka maze kagahimbarwa kakongerakakavuza akaruru co kimwe n'ingano kakuzura iyo mvura nyene co kimwen'ingano. Uko ni ko biri. Ni co gituma bashobora kuvuza akaruru, bakavuga mundimi kandi bakigana ivyo bagomba vyose, ariko ku musi w'urubanzabazokwitwa abakora ibizira.215. Nk'uko haciye akanya ndabivuze, nimwumve ivyo ngira mvuge. Nimutegeyompi! Nimurabe inyuma maze mwisuzumishe Ijambo maze murabe ahomugeze. Mwebwe bagore mwimosheje imishatsi, nimuyireke ikure. Nambamwambara uduhuzu tugufi, ntimukongere kutwambara. Nimwifatenk'abapfasoni.216. Namwe bagabo, nimwaba mukinywa itabi mukaba mukomeza kuja mumazu bakiniramwo, nimuhagarike. Mutaravye ivyo muvuga ko mwizera.Nimwaba mukibohewe kuri iri dini canke ku rindi maze mukavuga muti : « Niibi » canke « ni birya »,vyoba vyiza mubiretse. Nimugaruke inyuma mazemurabe ibintu uko biri mubisuzumishije Ijambo. Twategerezwa kuba twaravuyekuri ico kibazo co kumwa imishatsi bo n'ibintu vya kino gihe vyose. Ubutwinjiye ahantu Imana ihishura amabanga yanyegejwe yari yarashizwe muri ca Gitabo isi itararemwa. Kandi abumviye muri utwo tuntu duto duto bazoyatahura muri ivyo bindibintu. Namba mutumviye, ivyo bizobaca hejuru cane nk'uko ubuserukobutandukanye n'uburengero

101 Ni nka Gideyoni igihe yariko arobanura ingabo ziwe. Bari ibihumbin'ibihumbi. Ariko Imana iravuga iti : Barengako. « Ongera ubarobanure. »Yaciye abaha ikindi gipimo arasubira arabaraba kandi arongera arabarobanurakugeza aho hasigara gusa abari ku rushi. Imana rero ica iravuga iti : « Uwomugwi muto ni wo nkeneye kugira ngo nkore iki gikorwa. » Ivyo nyene ni vyovyabaye.

Barya bagore b'abapentekote baguma bagira uruja n'uruza, bakicarangaha, bumva kandi bakamenyeshwa n'Ijambo yuko atari vyo, mwibaza yukoivyo bazovyitaho? Oya haba na mba. Buri mwaka iyo nciyeho harushirizahokuba muri bo abimosheje imishatsi kurusha igihe natangura kuhaca. Bavugabati : « Ivyo bipfana iki? Mwopfuma mu... »

Hari uwavuze ati : «Mwene Data Branham, abantu bagufatank'uwuvugishwa n'Imana.» Nta muntu n'umwe yanyumvise ndabivuga. Arikoico novuga ni iki : Namba ivyo ari vyo muvuga, namba mumfata uko... Muvugamuti : « Ni kubera iki mutigisha abantu kwakira Mpwemu Yera, kwakira ibi nabiriya, ingene bokwakira izo ngabire nziza cane za Mpwemu no gufashaishengero. » Noshobora gute kubigisha ibiharuro

vyitwa algèbre kandibadashaka no kwumva ABC? Ni ivy'ukuri! Utwo tuntu dutoduto ni twomutegerezwa gukora. Nimumanuke mushike hasi cane, mukubure mazemutangure neza. Amen! Imana ihabwe icubahiro!

102 Ariko ico nariko ndavuga ni igiki? Sinagomba kuva mu vyo narikondavugako. Nimumbabarire. Ni uko. « Bamwe bamwe muri twebwe ntibatahuraneza... Mbega Eliya ni we nyene... » Ni uko, ni ivyo nyene. Oya, uwo Eliyaazoza ku banyamahanga azoba ari uwo mu banyamahanga, yarobanujweamavuta y'iyo mpwemu kubera ko buri gihe Imana ikoresha iyo mpwemu nyenekugira ikure abantu bayo mu madidane, kandi kubera ko yashikije neza ivyoyagabiye, irongera ikamukoresha. Hamwe naho yokoresha barya bantu bizebifata rupfasoni, ntibokwigera babishikako.

Ihagurutsa umuntu bigora no gusoma kandi atanashoboye kuvuga neza,umuntu wo mw'ishamba ata wuzi iyo azananye, maze ikamusunikira kuja kubantu b'imitima iciye bugufi bapfa kuza bameze ukwo. [Mwene Data Branhamaciye aturitsa intoke -U]. Iyo baba ari abantu bize bifata rupfasoni...

103 Ni nka Paulo yavuga ati : « Sinaje kuri mwebwe mfise urupfasoni ruva kubumenyi, ariko naje kuri mwebwe mu bushobozi bw'ukuzuka. » Kandi vyabaye ngombwa ko Imana irungika Paulo mu bugaragwa bwo muri Arabiya amarayoimyaka itatu n'igice kugira ngo imukuremwo ubwo bumenyi. Vyayitwayeimyaka mirongo ine kugira ngo ibukure muri Mose. Murabibona ? Uko ni kobiri. Simvuze ko Imana… Singomba guhimiriza abantu ngo ntibige gusoman'ukwandika, ariko ndiko ngerageza kubereka ko ivyo bidasaba ko umuntu abayarize. Ubwenge bw'isi bunyuranye n'ivyo.

Amashure ni intambamyi iruta izindi Ubutumwa bwiza bwahuye na yo.Iyo tutaba twari dufise Ubumenyi ntitwobaye dufise ayo maseminariakomakomeye bo n'ivyo bintu vyose dufise ubu. Abantu bobaye bafiseimpwemu iciye bugufi kandi bakumvira Ijambo. Ariko bafise ubumenyi kandibari mu madidane menshi, babohewe cane kuri ayo madini ku buryobazogumana na yo, nta bindi. Bambaye iyo mpwemu.

Muramaze kubona ingene bigenda iyo umugore w'ingeso nziza yabiriwen'umugabo w'ingeso mbi? Iyo umugabo atagize ingeso nziza nk'umugore wiwe,umugore wiwe aca agira ingeso mbi nk'umugabo wiwe. Murabibona? Niivy'ukuri.Ni co gituma yavuze iti «: Nimusohoke muve hagati yabo. Ndiko ndategura iryozamurwa. » Birakwiye ko muba mufise ukwizera kuzobatwara, kuzobatumamuva hano.

104 IKIBAZO CA 18: Ni ryari rya sezerano ryo muri Daniyeli 9 : 27 rizoshirwaho ngo rimareiyinga rimwe?

Igice c'iryo sezerano cashikijwe igihe Yesu yaza kw'isi kubwiraUbutumwa Abayuda. Ntiyigeze aja mu banyamahanga. Kandi yabwiyeabigishwa biwe ati : « Ntimuje mu banyamahanga.» Vyari ivy'Abayuda gusa.Kandi yamaze imyaka itatu n'igice avuga Ubutumwa, ni ukuvuga ica kabiri carya yinga rigira mirongo irindwi, nk'uko Daniyeli yari yaravuze ko azobikora.

Ubu rero nimwibuke yuko yemejwe bimwe biboneka ku Bayuda, arikoyuko amaso yabo yari yahumishijwe kugira ngo bahe ikibanza abanyamahanga.Mbega ntimushobora kubona integuro yose uko ingana? Murabibona?Yaremeye ubwiwe ko yari Uwuvugishwa n'Imana, mu gukora neza na neza ivyouwuvugishwa n'Imana yari gukora kandi abereka ibimenyetso vy'abavugishwan'Imana. Yavuze ati : «Ijambo ryanyu mbega ntirivuga ngo : Umuntuniyavugishwa n'Imana, nimwihweze ivyo avuga. Ivyo nivyashika (ivyo avugabigumye bishika igihe cose, na ntaryo)... »

105 Nimurabe ico Bibiliya ivuga : « Nimwuguruze maze muzokwugururirwa,nimurondere maze muzoronka, musabe muzohabwa.» Mubiravye, ivyo bisigurango mwuguruze, mugume mwuguruza [Kugira avyerekane, mwene Data Branham akubise ku meza yisubiriza -U] maze mugume gurtyo kugezamutunganirijwe. Wa mucamanza ntiyari kwishura iyo (wa mupfakazi) atabayakomanze ku rugi ubudahumeka avuga ati : «Ndi mu minwe yawe!» Ubu reronimwapfa kugerageza mukavuga muti : « Mwami, noshimye kuba mfise ivyo.Amen... », uko si ko bikwiye gukorwa. Nimugume ngaho kugeza mubironse.[Uruhande rugira kabiri rw'ikaseti]... ngaha ivyo bitanga irya myaka itatun'igice bazokwongera guhabwa biciye kuri bamwe bavugishwa n'Imana, nk'ukobivugwa mu Vyahishuriwe Yohana 11.

106 Ubu rero turabe ikibazo gikurikira.

IKIBAZO CA 19: Nimwaba muri bamwe mu bo yahisemwo, mbega muzozamurwa muMugeni?229. Ego. Ego, mushingantahe, ng'ico ikibazo coroshe.

107 IKIBAZO CA 20: Mwene Data Branham, mbega mwagomvye kuvuga ibihumbi ndwibatapfukamiye Bayali, canke amajana indwi?

Nagomvye kuvuga ibihumbi ndwi. Ivyo nimubimbabarireko! Bwabayeuburyo busanzwe bwo kuvuga. Ni nk'uko mperuka kubivuga. Igihe narimpagaze ngaha, mwarumvise yuko navuze nti : « Maze bashinga intahe yukobari babonye wa Mwagazi w'intama? » Murabibona? Wa Mwagazi w'intamayari kw'isi. Bashinze intahe yuko bari babonye Mpwemu w'Imana amanukirakuri wa Mwagazi w'intama.

108 Ni nka wa murongo uvuga ngo : «Uyu ni we Mwana wanje nkunda,akampimbara » Si vyo nagomvye kuvuga. Ndabasavye mumbabarire. Kandi bene Data muzokwumva iyi kasete, namwe bagenzi nkunda, ibi

nimuvyumve. Ivyo si vyonagomvye kuvuga. Ndi umuvugabutumwa kandi igihe cose navuga Ubutumwakuri ivyo naba nzi ko ari ibihumbi ndwi. Gusa navuze amajana indwi. Sinagomba kuvuga amajana indwi, ariko sinafashe Ivyanditswe kugira ngondabisome. Ivyo vyanjemwo igihe nariko ndavuga maze nca mvuga amajanaindwi ha kuvuga ibihumbi ndwi. Amakosa nk'ayo nama ndayakora! Nta nkekako ndi ikijuju, ni co gituma ndabasavye ngo mumbabarire. Ivyo si vyonagomvye kuvuga.

109 Si vyo nagomvye kuvuga. Ndabasavye mumbabarire. Kandi bene Datamuzokwumva iyi kasete, namwe bagenzi nkunda, ibi nimuvyumve. Ivyo si vyonagomvye kuvuga. Ndi umuvugabutumwa kandi igihe cose navuga Ubutumwakuri ivyo naba nzi ko ari ibihumbi ndwi. Gusa navuze amajana indwi.Sinagomba kuvuga amajana indwi, ariko sinafashe Ivyanditswe kugira ngondabisome. Ivyo vyanjemwo igihe nariko ndavuga maze nca mvuga amajanaindwi ha kuvuga ibihumbi ndwi. Amakosa nk'ayo nama ndayakora! Nta nkekako ndi ikijuju, ni co gituma ndabasavye ngo mumbabarire. Ivyo si vyonagomvye kuvuga.

110 IKIBAZO CA 21: Mbega Umugeni wa Kristo ni co kimwe n'Umubiri wa Kristo?

Ego, nta nkeka! Ariko murabona, sinshaka gutangura ivyo kuko noshoborakuvuga Ubutumwa kuri ico cigwa conyene, murabona. Sinshaka gukora ivyo, ariko rero nashaka kubereka ibintu bimwe. Igihe Imana yaha Adamu umugorewiwe yakuwe mu rubavu rwiwe, Adamu yaciye avuga ati : «Uyu ni akara komu mara yanje, n'igufa ryo mu magufa yanje. » None si ivy'ukuri?

Igihe Imana yaha Kristo umugeni wiwe (Mpwemu yatanze umubiri, ariWe uwo Mugeni), yaracumiswe mu rubavu, mu mutima maze amazi, amarasona Mpwemu birasohoka. Maze uwo aca acika akara ko mu mara yiwe n'igufaryo mu magufa yiwe. Turi (Umugeni azoba ari) akara n'amagufa vya Kristo. Niko biri. Ni we mugeni wiwe.

111 IKIBAZO CA 22: Mbega umugeni wa Kristo azogira ibango ry'igikorwa imberey'izamurwa?

Koko! Ni vyo biriko biraba n'ubu nyene. Umugeni wa Kristo? Nta nkeka!Ni ubutumwa bw'igihe. Umugeni wa Kristo. Nta nkeka, arimwo intumwa,abavugishwa n'Imana, abigisha, abavugabutumwa n'abungere. None siivy'ukuri? Ni Umugeni wa Kristo. Nta nkeka. Arafise ibango ry'ubukozi,ibango ry'ubukozi ryiza cane, ibango ry'igikorwa ry'igihe, ariko ririyoroheje cane...

112 Ubu rero nimwibuke ibi. Ni bangahe bari ngaha kuva mu ntango, kuva kuw'iyinga uheze? Muribuka ivyo nigishijeko? Uguca bugufi. Oh, ntimuvyibagire!Mbere ngira mpagarare gatoya kuri ivyo kugira ngo nongere ndabagabishe.Nimwibuke ko iyo Imana ibuye ikintu ciza cane gitegerezwa gushika, abantubaca baraba kure cane bakoresheje ubwenge bwabo ku buryo bica bibacika iyobishitse. Iyo Imana ivuze ko ikintu ari ciza cane, isi ica igitwenga maze ikavugaiti : « Mbega akagwi k'ibijuju! » Ni ivy'ukuri. Ariko benshi n'ishengero rininibavuze bati : « Oh, mbega ukuntu ari vyiza cane! » Imana ica ivuga iti : «Muriakagwi gusa k'ibijuju!» Murabona ko mutegerezwa kwiyubara... Kumbure kontashaka kuvuga ibintu muri ubwo buryo nyene, ariko bisa n'uko ari uko.

Nimurabe ibi. Nimurabe rya shengero rikomeye kandi ryeranda ritaviriraivyagezwe rivuga ngo : «Turazi Ijambo. Turafise amashure, turafiseamaseminari. Turaha ubumenyi abantu bacu bahambaye, kandi twagumyetuyoboka Yehova mu myaka amajana tumaze. Turi Ishengero. Turi abagizeikombe. Aha turafise inama nkuru y'amashengero arimwo abafarisayon'abasadukayo n'amadini yose akoranirijwe hamwe (nk'uko biriko birakorwa),turi mu kintu kimwe, ari co nama nkuru y'ishengero. Aha ni twebwe turi abantubakomeye. Turazi ko bihuje n'Ivyanditswe. Murabona ako kagabo katizek'ivyanwa gahagaze ku nkengera y'uruzi, kambaye urusato rw'intama kandigashaka kutwigisha? »

113 Ntibari kumwumva na mba! Ariko Bibiliya ivuga muri Malaki ku gice cagatatu iti :«Umve ngira ntume integuza yanje, indoranirize inzira imbere yanje.» Imyakaamajana indwi na cumi n'ibiri imbere y'uko bishika, Uwavugishwa n'Imanaahambaye Yesaya yarahagurutse, avuga ati : «Ijwi ry'usemerera, ati Nimutegureinzira y'Uhoraho mu bugaragwa, musenere Imana yacu inzira y'iroro mubweranyange.» (Yesaya 40 : 3). Ni ivy'ukuri.

Abenshi muri bo baravuze bati : « Umusozi wose n'akarambibizoringanizwa. Aho uwo muntu azozira, azotunga urutoke maze yimureimisozi. Maze imyonga yose izokwuzuzwa, ivyobo bizokwuzuzwa. Uduhogorotwose tuzocika ibiyaya. Oh, bene Data, tuzotera ibigori mu mirima yose ngaha;oh, tuzokora ibikomeye aho uwo muntu azozira. » Murabibona ?

114 Bari biteze ko Imana izozungurutsa imashini yayo maze ikururutsa ingaziivuga iti : « Ururuka wa nteguza we ihambaye ya Mesiya wanje! » Maze ubwonyene yururutse yadugije ingazi maze igasubira kumwururukiriza hafiy'iseminari avuga ati : « Neza cane, Mwana wanje mukundwa, ururuka mazeugende ubabwire.»

Ariko oh! Bene Data, raba ukuntu yaje! Vyagenze gute? Haca hazaumuntu ata bumenyi na bumwe yari afise buva mu mashure yabo, ata n'ikaratay'ubunywanyi canke ikete rimugenga yari afise. Nta n'umwe yari azi ko kuvayabaho yigeze guhonyora mw'ishure. Ntibari gushobora kubivuga baravyeimvugo yiwe. Ntiyanakoresha n'imvugo ya ekeleziya. Yavuga ivy'inzoka,ivy'amashoka, ivy'ubugaragwa n'ibintu

bisa n'ivyo, ivy'ibiti. Ntiyakoreshaimvugo ya ekeleziya y'ico gihe, canke ya kino gihe, canke y'ikindi gihe.

115 Yaje nk'umuntu wo mw'ishamba. Yasohotse ava mu biti, atimosheje kandiatashokoje. Sinibaza ko mu mezi abiri canke atatu yoga akarenga rimwe. Niivy'ukuri. Ntiyigera yambara ipinjama mw'ijoro. Ntiyari yarigeze agendeshaimodokari. Ntiyigeze yiyugumura. Ha ba na mba.243. Ariko baza babona ava mu bugaragwa anyaruka nk'uku aje kubabwira ati :« Ndi ijwi ry'uwusemerera mu bugaragwa, riti : Nimutegure inzira z'Uhoraho,ni musenere Imana yacu inzira y'iroro mu bgeranyange. »244. Bamwe bamwe mu bigisha aho bavuga bati : « Oh, tubwire mugenzi,murafise ikarata yanyu? ... ntidushobora gukorana na we muri iki gikorane. Aha,ntidushobora gukora ivyo. None, ikarata yanyu iri hehe? Ni ikihe kimenyetso kibaranga? »

116 Ariko ntiyari abanezwe. Yari afise Ubutumwa, ni co gituma yakomejekubuvuga. Bo baravuze bati : Ah, ni murindire! Uno musi turaja kujanan'umugenduzi mukuru maze turaja kuraba ico aja kubivugako. Turaza kujahariya. Turazi ko ari we mukuru w'ishengero kandi turazi ko utegerezwakumumenya. Namba uwo muntu ava ku Mana, azokwemera umugenduzimukuru wacu. » Abo bakuru bose baratonze umurongo maze baja kwicarayo.

Ariko yaravuze ati : « Mwa bana b'inzoka mwe! Mwa nzoka mwe ziri muvyatsi! (Yariko arabwira barya bakuru bose, bafise amakoro araba inyuma;n'ibindi). Ni nde yababwiye guhunga uburake bugiye kuza? Ntimuzi ko igihecanyu kiri hafi? Ntimwibaze... »

Muravuga muti : « E, ari muri ibi canke biriya. »

Ariko ndababwira yukw'aya mabuye Imana nkorera ishoborakuyavyuramwo abana ba Aburahamu. Oh, bene Data! Ubu rero aca ababwiraibinyuranye n'ivya ekleziya ati : « Ndababwira yuko incabiti igenekerejwe kubitsina vy'ibiti. Igiti cose kitama ivyamwa vyiza kiracibga, kigatererwa mumuriro. Murabona, mu vyukuri, jewe, ndababatiza umubatizo w'amazi wokwihana, ariko We aza inyuma yanje. Ico gihe ukwezi kuzohinduka amarasokandi... » oh, bene Data!

Azokubura imbuga yiwe neza. Azokuramwo umuguruka maze awutuririremu muriro utazima, ariko azokwimburira ingano ziwe mu kigega.Azotandukanya urwamfu n'imbuto nziza. « Oh, bene Data, mbega ubutumwa! »Bo baravuga bati : « Uyu muntu? Oh!... Avuga iki? Mbega ni igihe ki? Oh,mbega ubujuju! Aha turafise umugabo abibereye, mwene Data Jones. Nambahariho uwuzobikora muri kino gihe cacu, ni we! Umugenduzi mukuruazobikora, Papa kanaka na kanaka. » Oh, bene Data! Murabibona? Imana iri mubiciye bugufi! Imana ikorera mu kwicisha bugufi.

117 None ng'uyo umusi umwe ahagarara aho, buno nyene aca avuga ati : «Ego, ahagaze aho hagati muri mwebwe! » Yari azi adakekeranya namba yukoyari ya nteguza. Yari azi uwo ari we, ni co gituma yashobora kubakankamira cokimwe. Yaravuga kandi ati : « Ubu rero, ntimuhinde agashitsi ariko gusa nimutere muja imbere maze mubandanye. Mwebwe basoda, ni mwubahe abakurubanyu. Bishitse mugakora ikintu kibi, muzoce mugitunganya. »

« None dukore iki? Duhagarike ibikorwa vyacu? Duhagarike gukora ibi nabiriya ? »

Ariko yarababwiye ati : « Nimubandanye nk'uko mwahora.Nimubandanye. Ni mubandanye. Nimutere muja imbere. Namba mwahora murima ibiraya, nimubirime. Yemwe basoda, ntimukoreshe igikenye, ariko nimukore gusa ico mwategerezwa gukora kandi mukomeze ukwo muri.Nimwubahe ababaganza n'ibindi. «Rabbi, twokora iki? »

« Ni mukomeze gusa nk'uko muri, ariko hagati yanyu hariho umuntumutazi (yari azi ko cari igihe ciwe co kuvuga Ubutumwa, yari azi koyategerezwa kwereka abantu uwo muntu. Yari azi ko uwo Muntu ari aho).Hagati yanyu hariho umuntu umwe ariko ntimumubona. Hariho ibintu vyinshibiba ariko mutazi. » Yari yaravuze ati : « Hariho ikintu kigiye kuba. Azoba aringaha kandi nzomumenya. »

118 Maze amaherezo umusi umwe yaravuze ati : « Ng'uyu, ari ngaha. NiUmwagazi w'intama w'Imana akura ivyaha vy'abari mw'isi. » Yaravuze ati : «Ubu rero igihe canje kirarangiye. Namuberetse. Ubu rero ntegerezwa gucishwabugufi. Ntegerezwa kuvaho. Kuva ubu, ni We agiye gufata ibintu mu minwe.Ukuganza kwa ya myaka igihumbi kuri hafi kugisha. Igihe kiregereje, kiri kurugi. »

Igihe yaza, Yohana yaravuze ati : « Oh, azobanyiganyiza! Azotandukanyaumuguruka n'ingano nziza maze azoce aturira umuguruka. Azokubura nezaimbuga yiwe kandi azoba afise urutaro rwiwe mu minwe. » Ariko yari iki?Umugabo muto muto yiyoroheje ata co amaze na mba! Ariko abandi baribisanganiwe integuro (Oh, bagenzi banje!) ivuga ko azoba afise impwemuikomeye cane.

119 Ko yahagaze hariya muri Palestina, ko yahagaze gusa hariya hejuru kurikimwe mu bicu vyiwe vyera kandi ko yagiye arafata umwe umwe muri aboBaroma ngo abate i kuzimu, agakomeza gukora gurtyo gushika aho ata n'umweasigaye. Ivyo vyose bari barabitegekanije. Ariko igihe yashika, nta kindi yari ariatari akagazi k'intama kaje muri bo, kiyoroheje kandi gatekereje, bakagundahirya no hino.

120 Murabona ivyo Yohana yakoze. We yari uwuvugishwa n'Imana yabwiyeabigishwa biwe ati : « Ni mugende mumubaze ko vyukuri yoba ari umweyategerezwa kuza. » Vyari biciye bugufi cane ku buryo n'uwo yavugishwan'Imana vyamucitse!Yarabajije ati : « Mbega yoba ari We canke dutegerezwa kurindira uwundi ? »

Turabona muri Matayo 11 ko atigeze aha igitabo abigishwa ba Yohanaigihe baza kumubaza ico kibazo. Ndibaza ko Yohana aho yari mw'ibohero yariyataye umutwe cane ku buryo nk'uko Pember yavuze ati : « Hariya, amaso yiwey'inkukuma ntiyari akibona», murabona. Yari yasubiye kumanuka kw'isi kandi yahora mu kirere. Ariko igihe imisi y'ukuvugishwa kwiwe yarangira, yaciyeasubira gukorokera kw'isi, murabona, maze baca bamushira mw'ibohero.Ntiyari agikeneye ya mababa maremare, ni co gituma yagumye hasi. Ariko yariyarigeze kuduga hejuru cane kurusha abandi bantu bose! Reka ndababwire ikintu kimwe. Imana yari yaramukoresheje.

121 Kandi Yesuyari abizi, murabona, kuko yari Imana yambaye umubiri. Murabona,ntiyamuhaye agatabo ko kumwigisha ukuntu yokwigenza mw'ibohero.Ntiyavuze ati : « Nimurindire, ngira nandike icigwa gitoya mwoshira Yohanakandi kizomwereka ukuntu yokwigenza igihe azoba ari mw'ibohero kubwanje. »Oya! Ivyo ntiyigeze abivuga.

Ntiyavuze ati : « Genda mubwire Yohana ko yari akwiye kuronkaurupapuro rw'umubatizo muri tewolojiya imbere yo gutangura. » Iyo Yohanaaja gukora gurtyo, yari kuba nk'abandi, na we nyene yari kumwanka. Yohanayari imvugakuri maze aca abaza ikibazo.

Yesu yaravuze ati : « Nimurindire gusa igikorane gihere maze mujekubwira Yohana ivyabaye. Aho rero araja guca abimenya. Nimwamubwiraivyabaye, araja guca abimenya. Murabibona? Muramubwira ko kubera arimw'ibohero atari gushobora kuza ngaha, ariko ko mwebwe, mwari mu gikoranekandi ko mwabonye ivyabaye. Genda mubimubwire. »

122 Rero abigishwa baca baramubwira bati : « Neza cane, Mwigisha» mazebaca baragenda ku rundi ruhande rw'umusozi. Yesu, yicaye kw'ibuye abarababagenda baduga umusozi. Hanyuma aca ahindukirira ikoraniro maze aravuga ati: « Mbe mwagiye kuraba iki mu gihe ca Yohana ? » Yaravuze ati : « Mbegamwagiye kuraba iki » Umugabo afise ikoro rihindukije yambaye impuzuz'igiciro, azi vyinshi kandi yize? Umuntu ameze nk'uko ni we mwari mwagiyekuraba ? »

Oya. Murazi bene abo bantu abo ari bo? Ni bo babumbatira inzoya,murabizi, kandi bagakora mu ngoro z'abami. Yohana ntiyari ameze nk'abo.Yarongeye avuga ati : « None ni kubera iki mwagiyeyo? Kugira ngo murabeumugabo yahawe ibango ry'igikorwa kandi agiye kugikoresha mw'idini cankeikintu gisa n'ico? Ni nde azoja ku banyabutatu namba abanyabumwebatamugomba kandi ni nde azoja kw'ishengero ry'Imana canke ahandi aho ariho hose mu gihe abanyabutatu batamugomba? Umuntu nk'uyo ni we mwarimwagiye mugana, umuntu anyiganyizwa n'imiyaga yose nk'irenga? »

Oh oya! Yohana si uko yari ameze. Yesu aca aravuga rero ati : « Nonemwagiye kuraba nde? Uwuvugishwa n'Imana? » Yaravuze ati : « Ndababwira ko ari ivy'ukuri, ariko ngira ndababwireikintu kimwe mutazi, ni uko yaruta Uwuvugishwa n'Imana. Yaruta uwuvugishwa n'Imana. »

« Namba mugomba kuvyemera, ni umwe yari yanditswe muri Bibiliya,uwanditswe hariya mu Vyanditswe, ngo : «Umve ngira ntume integuza yanje.Izondoranirize inzira imbere yanje (Malaki 3 : 1). » Ntibari barabitahuye. Murabona ko n'abigishwa biwe batari babitahuye. Ni ivy'ukuri. Oh, bene Data!Uguca bugufi! Nimuce bugufi, nimuce bugufi kuko murabona ko iyo Imanayasezeranye ikintu gikomeye, kiba ari ikintu gikomeye imbere y'inyonga zayo.

123 Namba mushaka kubigumiza mu mutima...nimubigumize mu mutimamaze iyo ivyo bishitse, murashobora kubihindura. Ni mwicishe bugufi mazemwamure kamwe muri utwo dushurwe two mu gatasi muri uyu mwaka, cankemufate gusa akatsi gasanzwe. Nimugafate mu minwe maze muvuge muti : «Ngira ndagafate rero maze ndabe ko kakozwe n'ikintu ciyoroheje cane, arikonashaka kuraba ko ubwenge bwashoboye kurungika ikigendajuru ku kwezibwokora aka katsi.268. Ivyo muzovyamana. Murashobora kubimenya neza, ivyo muzovyamana.Ako katsi karafise ubuzima muri ko, murabona. Kariyoroheje cane kandi gaciyebugufi cane! Murabona, iyo umuntu ari uwuhambaye, ni vyiza cane. Ariko iyoari uwukomeye cane ku buryo ashobora kwicisha bugufi, murabona, azobonaImana. Ariko iyo aticishije bugufi ntazokwigera ayibona. Bikwiye ko mucabugufi.

124 IKIBAZO CA 23a: Mu Vyahishuriwe Yohana 5, umurongo wa 9, abo baririmba igihewa Mwagazi w'intama yakiriye ca Gitabo ni bande? Boba ari aberabazamuwe?

Ivyahishuriwe Yohana 5, umurongo wa 9. Muravye neza si abera. Ntaba arakomoza ivyiwe. Si abera. Ntimwabonye ko abo baririmba ari ba bakuru navya binyabugingo?

125 Reka uyu muntu tumusomere uyu murongo. Ndacafise ngaha ibibazobitandatu kandi ndibaza ko nja gushobora kuvyishura mu minota mikeya. Rekatubirabe. Ni Ivyahishuriwe Yohana 5 : 9, ariko reka dusome imbere gatoya.Reka dusome uwo murongo kuko uyu muntu ni imvugakuri kandi yashakakubimenya.

Nimwumve. « Amaze kwabira ico gitabo, vya binyabugingo bine na ba bakurumirongwibiri na bane baca bikubita imbere y'uwo Mwagazi, bafise inangabose n'inzavya z'izahabu zuzuye imibavu, ni yo gusenga kw'abera. Baririmba indirimbo nsha. (murabibona?), bati birakubereye kwabiraigitabo, no kumena ibikimatanije...»

Murabibona? Imana yaraducunguye maze itugira abaherezi n'abami. Arikoabo ni umugwi w'abari mw'Ijuru, abacunguwe ntibarashikayo. Ni uko.

126 IKIBAZO CA 24: Mwene Data Branham, hamwe abantu bose bubaha Imana bobabazozamurwa, Eliya na Mose bazoca bava he?

127 Hariho ikintu kitagenda neza. Hariho ikintu kitagenda neza. Nta bindi.Hari ikintu cashitse, murabona. Hariho ikintu kitagenda neza ahantu hamwe.Mwese mumerewe neza? Nta ngwara canke ikindi kintu ico ari co cose?[Umuntu umwe mw'ikoraniro asavye mwene Data Branham ko yosubiragusoma Ivyahishuriwe Yohana 5:9-U]. Ivyahishuriwe Yohana kangahe gamwene Data? Ah, ca kibazo! Ah, ca kibazo duhejeje kwishurako. Reka tubirabe. [ Inyishu y'ikibazo ca 23 irabandanya -U] «Amaze kwabira ico gitabo, vya binyabugingo bine na ba bakurumirongwibiri na bane baca bikubita imbere y'uwo mwagazi, bafise inangabose, n'inzavya z'izahabu zuzuye imibavu, ni yo gusenga kw'abera.Baririmba indirimbo nsha, bati birakubereye kwabira igitabo, no kumenaibikimatanije, kuko wishwe, (Ni aho! Ni aho! Aho ni ho nari nihendeye,murabona?) ugacungurira Imana abo mu miryango yose no mu ndimi zoseno mu moko yose yo mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe...»

128 Ni ivy'ukuri. Ubu none ivyo muvyibazako iki? Iyo Mpwemu Yeraatahaba, vyari kuba gute? Ntiyari kureka... Murabona, nari nasomye gusa igiceca mbere c'uwo murongo. Hari ikintu cari canditswe kandi nariko ngeragezakwihuta, mbonye ko umwanya uheze. Ariko murabona ukuntu Mpwemu Yerayambujije kubandanya? Imana ihabwe icubahiro! Sinari nasomye igice ca kabiricawo. Uwo murongo ndawufise ngaha. Murabona, handitswe ngo : « Baririmbaindirimbo nsha...» Kandi aho ni ho nari nahagarariye. Ariko nimurabeibikurikira : « Baririmba indirimbo nsha, bati... kuko wishwe, ugacunguriraImana abo mu miryango yose no mu ndimi zose no mu moko yose no mumahanga yose, ubacunguje amaraso yawe » Koko ni bo! Oh, bene Data, beneData! Murabona? Aha naho hari ikindi kibazo kijanye n'ico.

129 IKIBAZO CA 23b. Murashobora kugereranya abahawe imvune yera ndende muVyahishuriwe Yohana 6 : 11 bo n'abamesuye imvune zabo mu Marasoya wa Mwagazi w'intama?

Reka tubirabe. Ivyahishuriwe Yohana 6. Sinshobora kwishura gihutihuti, sivyo none? Atari uko nobabwira ikintu kitari co. Kandi ntishaka ko nokora ivyo. Ni ukuri. Ni co gituma Umwami akwiye kumfasha! Mpwemu Yera w'Imanaarazi ko ari ukuri, murabona. Nariko ndaba kuri irya saha maze mbonye ko ariisaha zitanu n'igice, nca ndibaza nti : « Ubu rero ni ntanyarutsa sinja gushoboragusengera abagwaye », kandi ndiko ngerafeza kubikora, kuko ivyiyumvirovyanje bi...cane.

Ubu mutegerezwa kwibuka kandi mugatahura ko ndi umuntu buntu.Haheze imisi ndwi ndi ngaha, kandi kuri uyu muhingamo hari ikintu nkeneyekandi ntegerezwa kukironkera imbere y'Imana. Ariko Yo yashaka cane kontakora iryo kosa ku buryo yanyibukije kugira ngo nsome iki gice c'umurongo cari gisigaye.

130 Ni nk'aho numvise ko hari ikintu canguyeko maze kiravuga giti : « Subirainyuma! Subira inyuma! » Nca ndibaza nti : « Kubera iki nsubira inyuma? Muriaka kanya mpagarike maze ntangure gusengera abagwaye? Bigenze gute?Nakoze iki? » Maze ako kanya nyene hari uwaciye ambwira ati : « Subira usomeuwo murongo.» Nasubiye kuwusoma, maze munsi y'ikibazo, hari ngo :Ivyahishuriwe Yohana 6.

Murabona ko nari nasomye igice cawo ca mbere. Bisa n'aho ariko bimezemu gice cawo ca mbere ngo : « Baririmba indirimbo nsha... » ariko umanutseepfo cane, murabona ibiriho? Haca hakurikira ibi, ngo : « ... Waraducunguye... »Nta nkeka ko ari Wa Mugeni, abera bazoba bazamuwe. Nta nkeka ko ico gihewa Mwagazi w'intama azoba afise ca Gitabo mu minwe yiwe. Aba yamaze kuvakuri ya Ntebe y'Ubuntu yo kutuvugira. Murabibona?

131 Murabona ukuntu Mpwemu Yera avyitwararika? Kuko ari bimwe nyenenavuga wa musi ku mugoroba igihe yavugana nanje ndi mu cumba canje mazenkamanuka ngaha kugira ndabivugeko ubutumwa imbere yanyu mwese, niukuvuga ko igihe wa Mwagazi w'intama avuye muri ico kibanza (Oh, beneData, ndibaza ko ata kindi tuzokora atari ugutangura ico cigwa, murabibona)...Wa Mwagazi w'Intama aba yamaze kuva kuri ya Ntebe yiwe maze akegereza(Uko ni ko nabihawe igihe wa Muco ari Wo Kristo wari waje)... Igihe waMwagazi w'Intama azoba avuye kuri ya Ntebe aho yari ari nk'Umuhuza, azocaamanuka ngaha maze wa musi w'Ubucunguzi kw'Ishengero uzoba urangiye.

132 Ubucunguzi buca bukurikira buba ari ubw'Abayuda, ubwa bamwe144.000. Mbega si ivy'ukuri? Kuko murazi ko yasezeranye gukuraho ca giti.Ubu rero wa Mwagazi w'intama azoca asohoka, aho rero wa musiw'ubucunguzi uzoba urangiye. Ivyategerezwa gucungurwa vyose bizobavyamaze gucungurwa kandi vyanditswe muri ca Gitabo maze ubwo rero azocaasohoka hanyuma yugurure ca Gitabo. Ni ivy'ukuri.

Oh, urakoze Mwami! Harira umushumba wawe yarengewe kubona hariivyo yagiye arasimba!

Ubu rero kino kibazo na co. Murashobora kugereranya bamwe bo muVyahishuriwe Yohana 6 : 11, bahawe imvune ndende zera?

133 Reka tubirabe. Ivyahishuriwe Yohana 6 : 11. Ni uko. Ico kibazo tukigejejehehe? Imvune ndende zera... Ego, ni bamwe bazoba barahambwe kandi barimunsi y'igicaniro, ari bo Bayuda bo muri ico gihe. Bahawe imvune ndende zera.

Murashobora kubagereranya na bamwe bo mu VyahishuriweYohana 7 : 14 bamesuye imvune zabo mu maraso ya wa Mwagaziw'intama?

Oya. Biratandukanye cane nta nkeka. Murabona ko twasanze ko bahaweimvune yera muri ico gihe. Bahawe imvune ndende yera kubw'ubuntu, mugihe abandi bamesuye imvune zabo mu maraso. Kandi aha mu VyahishuriweYohana; haboneka iri sinzi ry'abantu baza imbere y'Imana, bava mu moko yose,mu ndimi zose no mu mahanga yose, ariko uyu murongo werekanye neza naneza Abayuda bazokwicwa. Ivyo ni vyo vy'ukuri.

134 IKIBAZO CA 24: Mwene Data Branham, hamwe abera bose boba baduganywemw'izamurwa, Eliya na Mose bazoca bava hehe? Mbega bazoba ariAbayuda, canke Eliya wacu, umwe twahawe, azoba ari kumwe na bo?

Oya. Uwo mugabo wo mu mahanga azoba yararobanujwe amavuta y'iyompwemu kugira ngo ahamagare abanyamahanga, azozamurwa kuko, murabonako Ishengero ryose uko riri rizoba ryazamuwe. Hanyuma abo bavugishwan'Imana babiri bo mu gice ca 11 c'Ivyahishuriwe Yohana bagaca batanguragukora. Ico gihe rero igihe c'ubuntu kiba kirangiye ku banyamahanga mazekikarungikirwa Abayuda. Burya rero ntazoba ari uwo muntu nyene. Ndabizicane. Ariko mwibuke ko ndabibabwiye aho ngeza kubimenya.Reka rero turabe uko ikibazo gikurikira kivuga.

135 IKIBAZO CA 25: Mbe ingano na vino vyo mu Vyahishuriwe Yohana 6 : 6 ni ivy'iki?Ngira ndabirabe mu gusoma iki Canditswe? « Numva hagati y'ivyobinyabugingo bine nk'ijwi rivuga, rit'Ingero imwe y'ingano n'idenariyoidenariyo; n'ingero zitatu za sayiri n'idenariyo- idenariyo;arikw'amavuta navino ntugire ic'ubikorako.» Ndibaza ko insiguro y'ingano na vino, zaba ingano canke vino... Namba vino ikoreshwa ku ngaburo y'Umwami nk'uko biri mu 1 Ab'i korinto 11 : 24 ariikigereranyo... vino imwe muri izo ni ikigereranyo c'iyo mu buryobw'impwemu, mu gihe iyindi na yo ari vyukuri uguhishurirwa Ijambo.

136 IKIBAZO CA 26: Ubwo igituma abenshi barwaragurika ntikwoba ari uko tutamenyaUmubiri w'Umwami? (Ni vyo!) Ariko ubu vyarahishuwe igihe ikigiragatandatu kimatanije ca Gitabo cugururwa ? (Hari akamenyetso kakabaza mu mpera y'iki kibazo).

Burya, Ivyanditswe bivuga ko abenshi barwaragurika kandi bakagiraintege nke hagati yanyu kuko batamenya Umubiri w'Umwami. Murabona ko ariukuri kutagabanije, kuko Umubiri w'Umwami ni Umugeni, kandi haribenshi batagendana na wo. Ni ivy'ukuri. Murabona ko batazi ukuntubokwigenza, babayeho uko bigombeye kandi bagafata ingaburo y'Umwaminaho bimeze uko. Murazi ko atari vyo.

Iyo abantu bafashe Ingaburo y'Umwami kandi babesha, biba kandibanywa inzoga, birateye ubwoba. Murabona ko mutegerezwa kubikora.

137 Ikibazo kirabandanya ngo : « Ariko ubu vyarahishuwe igihe ikigiragatandatu kimatanije ca Gitabo cugururwa? »

Reka rero tubirabe. Oya. Igihe ikigira gatandatu kimatanije ca Gitabocugururwa twarabonye ko cari ikigenewe Abayuda, murabona. Ishengeroriba riri kure ico gihe. Kiba ari igihe ca vya Vyago. Ni co gituma atari cokimwe. Oya. Oya, si ivyo.

Vino imwe ni iyo mu buryo bw'impwemu, ni uguhishurirwa Ijambo, kandiuwizera asisimurwa n'uguhishurirwa Ijambo, iyindi vino, iyo dufata ku Ngaburoy'Umwami ni ikigereranyo c'Amaraso ya Yesu. Ivyo ndabivuze nk'ukondabitahura.

138 IKIBAZO CA 27: Mbega hoba hariho abazokwemera Umwami batatoranijwe ? Nibabikora, bazohava bagwa ?

Oya kiretse baratoranijwe. Oya, ntibashobora.

139 IKIBAZO CA 28: Ni hehe handitswe ko Katolika izozimiza Abayuda maze ikigaruriraubutunzi bwabo?

Ni hehe havuga ko ca Gikoko kizobazimiza kugira ngo kironke ubutunzi ?Ivyo ntibivugwa. Ariko turibaza… Ariko murumviriza mwitonze ya kaseti ya wa musi ku mugoroba. Sinigeze mvuga ko ari ko bazokora, ariko murabona koishengero rya Katolika ari ryo ritunze cane kurusha abandi kw'isi. Nta wumezenka bo. Kandi ivyo badafise, Abayuda ni bo babifise.

Rero aho ni ho ubutunzi bw'iki gihugu… Nk'uko ikinyamakuru citwaLifeline kivuga, inkuru yavuye neza

na neza i Washington iratubwira ko ubutubeshejweho n'amahera y'amakori azotozwa mu myaka mirongo ine. Ayo niyo dukoresha uno musi ! Raba ukuntu twacerewe. Tubeshejweho n'amakoriazotozwa mu myaka mirongo ine. Iri hanga ryarafutanye »! Kararibanye.

140 Ikintu kimwe c'ubwenge Castro yigeze gukora cabaye ico guhinduraifaranga rikoreshwa kugira ngo arihe amadeni, hanyuma aca aturira ibipapurovyose vyemeza yuko aheranye maze ahindura ifaranga rikoreshwa. Ni co kintuconyene yari ashoboye gukora. Kandi Leta Zunze Ubumwe za Amerika ikintuzisigaje gukora ni kimwe (ariko muribuka ko ari William Branham wenyeneariko aravuga. Ni iciyumviro canje. Ni ivyo nibaza). Mfashe ibintu mu buryobusanzwe, bishobora kuba biri kure cane y'ukuri, nibaza ko ari muri ibivy'amafaranga (kandi ugukunda amafaranga ni yo ntango y'ibibi vyose),ndibaza ko vyukuri ari co kizotuma vyose bitangura kuba.

Ishengero rya Katolika, kubwo kuguma ritangisha amafaranga yokugirisha imisa n'ibindi, rifise mu minwe ubutunzi bw'isi. Muribuka ko Bibiliyaivuga ko ritunze kandi ikerekana uko rimeze. Kandi mwibuke ko ubwo butunzibutava gusa mw'ihanga rimwe, ariko ko buva mu mahanga yose ari munsiy'ijuru. Rirasegerereza hose. Rirafise amafaranga. Maze ivyo ridafise, WallStreet ni yo ibifise [Wall Street ni ikibanza mpuzamakungu gikorerwamwoubudandaji muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika - U], kandi ico kibanzakigenzurwa n'Abayuda.

141 Ni mwibuke ko twabonye wa musi ku mugoroba ko Yakobo, igiheyagaruka amaze gucika Isirayeli, yari afise amafaranga, vyukuri yari afiseamafaranga, ariko amafaranga yiwe nta co yari kuyagura kwa Esawu. Esawu nawe nyene yari ayafise. Murabona, bompi, uwurwanya n'umwe wundi…Murabibona ? Ivyo birahura neza.

Ubu rero muriyubara kuri ibi. Nari naravuze ko bashobora kuja hamwebahujwe n'amafaranga kandi ko ubushobozi bw'Uburoma bushoborakwigarurira ubushobozi bw'amafaranga bw'Abayuda, bugaca buhagarika ryasezerano. Ariko kumbure ivyo si ko bizogenda. Ndazi ko bazohagarika iryosezerano, ariko sinzi ikizobituma kuko ivyo bazokora sinabihishuriwe.

Ariko nimurabe ibi. Mbega vyogenda gute hamwe uno musi ikintuconyene twoshobora gukora… Namba ivyo vyavuzwe ari ivy'ukuri ko tubeshejweho n'amafaranga y'amakori azorihwa mu myaka mirongo ine…murabona, twaratanze izahabu yacu yose. «Twarafutanye». Nta mafarangatugifise none tubeshejweho n'ukuntu twavugwa neza mu bihe vyashize.

142 Ni vyo ishengero rikora ubu ; ishengero, atari wa Mugeni. Ishengeroribeshejweho n'ukuntu ryavugwa neza mu bihe bishize, ukwo [Ukuvugwaneza - U] ryaronse mw'ibango ry'igikorwa ry'igihe c'Intambwe. «Turiishengero, turi ishengero ryavyaye ayandi, ni twebwe twatanguye…» Niivy'ukuri, murabona. Ribeshejweho n'ukuvugwa neza kwaryo.

Abametodiste babeshejweho n'ukuvugwa neza kwabo. Ababatistebabeshejweho n'ukuvugwa neza kwabo n'abapentekote babeshejwehon'ukuvugwa neza kwabo. Barasemerera bati : « Imana ihabwe icubahiro ! »Haraheze igihe kinini, aho abera batambira muri Mpwemu bakavuga bati : «Umwami yakoze ibi na biriya ». Ni ivyo mu gihe cashize ! Bene Data, ubutwese twacitse abantu bahambaye. Oh, bene Data ! Murabibona ? Ivyo vyosebishingiye ku kuvugwa neza kw'ibihe vyashize.

143 Iri hanga ribeshejweho n'ukuvugwa neza kw'ukuntu ba sogokuru baryobavugwa neza. Ni co gituma bibaza ko bazokizwa. Imana ntiyigeze iraba ivyoIsirayeli yari yarakoze mu gihe caheze, ariko yaraba uko yakora mu giheyarimwo.

Ubu rero nimwumve uko nibaza, ivyo nibaza ko bigiye kuba (arikobirashobora kutaba ukwo). Ndibaza ko hazogera igihe tuzosanga tugobereweguhangana n'ivyo bintu. Kandi aho tuzogerera muri ico gihe, hako guhinduraifaranga ryacu… Mbega ivyo bizogendera gute wa mugwi wa Philip Morris ?Mbega ivyo bizogendera gute bamwe bahingura za Wisiki ? Mbega ivyobizogendera gute urudandazwa rwose ? Ivyo bizotuma bahomba !«Bazofutana» ! Ariko namba dushobora KUGURANA ayo mafaranga…Murabona ukuntu rifise ubugunge?

Ico gihe iri hanga rizoca rigurisha vyose kw'ishengero maze ishengero naLeta bizoca bisubira kwiyunga, none raba aho tuzoba tugeze. Ni gurtyo. Nimubirabe ! Ni uko. Ubu na ho ikibazo gikurikira.

144 IKIBAZO CA 29: Iyo umuntu ari mw'ishirahamwe ryashinzwe na Leta yacu mazeakavuga nk'uko arongowe mu mutima, canke mu kuri kwo mu misiy'iherezo, mbega ukwo bimeze kwose azoshirwa mu rutonde rwa bamaraya ?304. Iryo shirahamwe ryahawe na Leta uburenganzira bwo kuvuga. Ivyo nta cobisa bisana n'umutima wiwe. Namba ari uwizera w'ukuri kandi yavyawe na Mpwemu w'Imana, bazoruhira kubimubuza. Biragaragara ku buryoatazoshobora kutabibona.

145 Ubu rero, murabona, nashaka ko mwibuka ibi, bagenzi bakundwa, ni uko,aho ngeza kuvyibuka, Imana ntiyigera ibikora kandi nta gihe na kimwe yigezekubikora… Murabona, Yesu ni We ngero y'ururirimbo, ingero y'ivyo vyosekuko ari Imana, Imanuweli yambaye umubiri.

Nimurabe uwo muntu ari we Yesu. Nk'uko ndavyibaza, murazi ko, igiheyaza kw'isi; ko ata n'ic'icumi c'abari mw'isi bamenye ko yari aho? Murazi,igihe ya nteguza yaza, maze irya misozi yose ikaringanizwa n'ibindi vyose,ndibaza ko ata n'umuntu umwe kw'ijana aba muri Isirayeli yigeze anabimenya?Mbega ivyo ntibitangaje? Yamara mw'isi yose hariho Abayuda n'abandi bantu.

146 Kandi nimwibuke ko Yesu yaje kugira ngo ashinge intahe ko ari Umukizaw‶abari mw'isi. Mbega ni ivy'ukuri? Rero, amahanga yagiye akurakuranwa,n'ubwoko bugenda bukurakuranwa, ntibigera bamenya ikintu na kimwe kuriivyo kandi vyabaye nk'aho ab'isi ata co boba baragize ico babimenyako. Nahovyari bimeze uko muri ico gihe cose vyariko bibera mw'isi. Murabibona?

Kubera iki atabimenyesheje? Yaraje maze abari baratoranirijwe Ubugingobudashira ni bo bamwakiriye. Ivyo nta co vyari kumara kubwira ico ari co coseabandi kuko ntiyari gushobora kubacungura. Kubera iki, igihe barya baherezibose bari bahagazeho... Vyabaye ngombwa ko ashika aho hantu kuko vyarivyarategekanijwe ko abatoranijwe ari ho bazoba bakoraniye. Ni co gituma vyaribikwiye ko ababwira Ubutumwa bakoraniye hamwe.

N'abomumenya, ari bo bariya banyabwenge bakomeye bose bavuga bati :« Uwo mugabo ni Beyezebuli. Ntidushaka ko umuntu nk'uyo atuganza. Ivyontitubigomba ». N'ibindi n'ibindi. Ariko urya maraya yari afise Ubugingo muriwe, yari yaratoranirijwe Ubugingo budashira kandi yaregwa n'Ijambo ry'Imanako ari umunyangeso mbi yaregereye, kandi igihe umuco wakira ubwa mberekarya kabuto katoranijwe, yaciye awumenya ningoga na ningoga.

147 Ni murabe wa musaza yaroba ariko aregereza. Yesu ni ho yari ari akoraibimenyetso n'ibitangaza, ahishurira abantu batari bamwe amabanga yo mumitima yabo yongera yihishura. Kandi, ga bene Data, hariho abafarisayo bavugabati : « Uwo mugabo ni Beyezebuli! »

Bategerezwa gushira inyishu amakoraniro yabo. Abari bahari bosebabwiwe ngo : « Mwigisha kanaka, murashobora kujayo ngo mwumvirize uryamugabo ? Ndabona ko asa n'uwuzi ivyo avuga. Ntavuga nk'umuntu asanzwe.» « Sinshaka kumwumviriza! » Bari bagiyeyo, ariko Imana ntiyigeraishobora kubakorako. Ni ho bari bahagaze bavuga bati : « Nimurabe. Nimurabe!Ehe urya muntu aje. Ni umwe mu bigishwa biwe. Ehe urya muntu aje. Izinary'urya mugabo ni Andereya. Muravyibuka. Oh, muribuka wa musazaw'umurovyi wa hariya? Ni abahungu biwe. Ni Simoni na bene wabo,murabona, abahungu ba wa mutama Yona. Murabona, bamushiriye umuntu! Ninde? Reka turabe ico agira akore. Uwukurikira. Aregereje maze Yesu aravuzeati : « Izina ryawe ni Simoni kandi uri mwene Yona. »

148 « Uwo mugabo ni Beyezebuli! Murabona, hariho impwemu imuriko! Niumuntu ameze ukuntu. Muri ivyo ntihagire na kimwe mwumviriza! »Nimugume kure y'ivyo. Sinshaka kugira na kimwe mu bikorane vyiwe njamwo.Apfe guheza gusa duce twigira. Ntituzokwigera tugaruka hano.

Kubera iki? Abo bantu ni ko bibaza, abo nyene bategerezwa kubaabigishwa biwe. Murabona, abo nyene yari yajeko ni bo bamubamvye. Arikokandi hariho n'urya maraya uwo bose banka! Si uko nshaka gushigikiraubusambanyi, haba na mba, ariko ndiko ndabereka gusa urwo rubuto rwatoranijwe.

149 Ni murabe uwo muntu, uyo musaza w'umurovyi. Ntiyari azi no gusoma.Bibiliya ivuga ko atari yarize, si vyo? Si ivyo gusa ariko nta co yari azi. Mbegani vyo canke ni ikinyoma? Oh, ese twoba ibijuju ku bintu vyinshi twibaza kotuzi! Ni uko. Murabibona, nta co yari azi kandi ntiyari yarize. Ariko yaregereyemaze aca aza mu Nyonga z'Umwami Yesu na We aca amubwira uwo ari we.Muri uyo mwanya nyene ikibazo cari gitorewe inyishu.

Ubu rero nimurabe uwo wundi muntu yariko araharira avuga ati : «nimurabe, aravyizeye. Ariko nimurabe uwo ari we. Muramuzi! Ni umurovyigusa. Ntazi mbere n'indome ABC. Iwe narahaguriye isamaki kandintiyashoboye no kunyandikira iresi. Abantu bameze nk'abo ni bo bumvirizaibintu nk'ivyo (Urakoze Mwami!). Nimurabe na se. Yari umuntu ata co azikandi ntiyigeze anamurungika kw'ishure. » Ariko uwo ni we Yesu yarungitsekw'ishure, amuha inyigisho We yashaka ko agira.

150 Aho na ho nyene sinshaka gushigikira abantu ngo ntibaje kw'ishure,ndizigira ko mubitahura, ariko aho hariho ikigereranyo kandi nashaka komugitahura. Ben'abo ni bo... ? Ni co gituma bibasiga bigaca hejuru y'imitweyabo.

Mwari mubizi? Novuga ko ata n'ica gatatu c'abayuda bose bari mu gihugubigeze bamenya ikintu na kimwe ku Kuza kwiwe. Ica gatanu c'ico ca gatatucaramwumvirije, ic'ijana c'ico ca gatanu na co caramwakiriye. Murazi abo yari afise. Mu masinzi n'amasinzi yabo yose yaronsemwo cumi n'umwe bagumanyen'umusaraba. Abandi bari bagiye he? Bamwe mirongo irindwi bari bigiriye.

151 Igihe cose yakiza abarwaye kandi ntagire ico avuga ku Nyigisho yiwe...Yaguma atera aja imbere gusa, akiza abarwaye n'ibindi...oh, bene Data! YariMpwemu w'Imana ari kuri We! Ivyo muravyizera? Igihe yakiza abarwaye,vyose vyari bimeze neza cane. « Ni vyiza cane, Rabi! Tubwire bene Data,murashobora kumuzana mw'ishengero ryanyu! Muvuga ivy'ubushobozi! Uwomugabo arashobora vyukuri gukiza abarwaye! Mwategerezwa... Arafise ingabireyo gukiza abarwaye. »

Nta nkeka ko hariho bamwe bamwe bazovyigana ng'abo baraje), kukoumugwi wose ushaka kugira umuntu wawo. Kandi ng'uwo araje.

Niho umusi umwe ubwo nyene yicara. « Oh, nta nkeka, Rabi, turajana!»

152 « Neza cane. Nimwicare. Tugende.» Ni ho yaca arungika bamwe mirongoirindwi. Ariko umusi umwe, igitangaza gikomeye kimaze gukorwa, ni ho yicaramaze aca atangura kubabwira Ijambo. Iyo inzamba itanguye kuvuga… Ni uko.Aca atangura kubazanira Ijambo ari kwo Ukuri… Baciye rero bavuga bati : «Ooh !rindira rero akanya gato ! Ivyerekeye ivyo bintu, nta co ndabiziko.Biratandukanye na ya nyigisho ». Baca baravuga bati : « Burya, ndazi kotwavuye mw'isinagogi no mu bindi bisa n'ivyo, ariko bene Data, kumbure kotwihenze. Icotubera ciza twokwisubirirayo kuko uyo mugabo avuga mu migani.Ni umuntu ivyiwe bidasiguritse. Ivyo sinshobora kubitahura.»

Murabibona ? Vyari ibiki ? Rurya rubuto ntirwari rwaratoranijwe. Niivy'ukuri. Ubwo nyene baca bakora akagwi k'abapasitori maze baja kubibwiraabo bapasitori, bavuga bati : « E, hem ! Icotubera ciza ni uko twokwisubirirainyuma kandi tukisubirira mw'idini maze tugasubirana amakarata yacuy'ubunywanyi, kuko uyu mugabo… Ni nde yotahura umuntu nk'uwo ? Ahaavuga ibi, ahandi na ho akavuga ibi. » Oh, barya bantu ntibatahura ibintu muri ubwo buryo.

153 Kuri bamwe yavuga mu migani, ariko ku bandi siko yavuga. Ico gihe reroabo bantu baciye bigira. Hanyuma aca arahindukira maze araba bamwe cumi nababiri bari ngaho aravuga ati : « Mbega mweho ntimushaka kwigira? »

Ubu rero nimwiyubare kuri ibi Petero yaciye avuga ati : « Mbega urazi?Kera nama nagiyeyo. Ariko ubuho noja hehe mw'isi? Noja hehe? Noshoborakuja hehe? Sinshobora gusubira muri rirya kuburiro ryegeranirijwemwo ubwokobwose bw'imyanda yo mw'isi! Noja hehe? Ivyo sinshobora kubikora! » Yesu yaciye avuga ati : « Neza cane! Rero ni uze tujane.» Ni uko.Murabona ivyabaye ? Abantu cumi na babiri ku bantu hafi imiliyoni zibirin'igice ! Kandi muri ayo mamiliyaridi yose y'abantu, umukiza w'abarimw'isi… Nimugume muciye bugufi ! Nimugume gusa muciye bugufi !Muriyubare. Hariho barya bafarisayo bose, ariko umwe maraya yaraje mazearavuga ati : « Mbwira rero, utegerezwa kuba uri uwuvugishwa n'Imana ! Kanditurazi ko Mesiya ategerezwa kuza, kandi ni yaza, azokora ivyo.» Yesu acaaramubwira ati : « Ni jewe.»

Aca arishura ati : «Ni ivyo!» maze aca arigira. Kandi mwogeragejekumuhagarika, ntimwobishoboye.

154 IKIBAZO CA 30: Mwene Data Branham, ndabaramukije mw'Izina ry'Umwami Yesu.Ndabasavye ngo munsigurire muri Matayo 22 : 11 urya muntu atariyambaye impuzu y'Ubukwe awo ari we. Ndazi ko urya muntu atarigushobora kwinjira mw'Ijuru atambaye irya mpuzu y'ubukwe.Ndazi ko yari umutumire ariko atari wa Mugeni.

Ego, ni ivy'ukuri. Ego, murabona ko yinyegetejemwo gusa. Ubu reronimubirabe. Noshobora kubivugako Ubutumwa ariko nsigaranye iminota cumikugira ngo ndangize nsengere n'abarwaye, kandi ndacasigaje nk'igice c'ibibazo.Biraja gusabwa ko inyuma y'iki nyarutsa vyukuri.

155 Ehe ingene vyagenze. Namba muzi imico yo mu burasirazuba, murazi koiyo umukwe ariko aratanga amakarata y'Ubutumire kubw'ubukwe bwiwe,atanga iziharuye. Maze umushumba agaca ahagarara ku muryango kugira ngoahe imvune umwe umwe wese mu bahawe ikarata y'ubutumire, yaba ariumukene canke umutunzi, uwo ari we wese. Bose bategerezwa kwambara iyompuzu y'ubukwe.

Iyo uwatumiwe ahagaze ku muryango, yambikwa iyo mvune mazeigahisha ukwo yari asa inyuma. Yaba yatumiwe. Yaba ari umuntu afiseamamiliyoni y'amafaranga, yaba ari umukene, yaba ari umunyagihugu asanzwe,yaba ari umurimyi, yaba ari umutunzi canke ico ari co cose aba ahagazeho, yobayambaye imvune kuko yambikirwa imvune ku muryango mu gihe yinjiye aciyemu muryango.

156 Ubu rero nimufate Yohana 10. Yesu yavuze ati : « Ni jewe Rembo.»Murabibona ? « Ni jewe Rembo mucamwo mu kwinjira. » Agihagaze kumuryango maze umuntu agaca amwambika imvune (ari We Mpwemu Yera), kugira ngo amuhe Imvune y'Ukugororoka igihe yinjiye. Yamara urya mugabo yari yaje ava mw'idini rimwe, aciye mw'idirishary'inyuma, mu gatoboro kamutuma yinyegeteza, kandi yari yaje kwicara kumeza. Igihe umukwe yinjira maze akaraba hirya no hino… Imbere y'aho harihamaze kubaho intama z'ibara ryirabura, kandi ni we yari intama y'ibararyirabura. «Uriko urakora iki ngaha ata mubatizo wa Mpwemu Yera ufisen'ibindi vyose nk'ivyo, mbega hoho washoboye gute kwinjira ngaha ?»

Rero, yarinjiye aja ahantu hamwe i ruhande y'urugi kandi aza adafiseubutumire bwemewe, murabona ? Yazananye inzira y'ivy'inyigisho cankeikindi kintu nk'ico. Igihe Umukwe yinjira, yaravuze ati : « Nimumuboheamaboko n'amaguru maze mumukure ngaha mumuterere hanze mu mwizaahazoba amarira, amaborogo n'ukuryanya insya z'amenyo.» Kandi yaciyeyinjira mu gihe ca vya vyago. Ntiyari yinjiye aciye mu muryango, ni cogituma… Ni uko. Ikibazo gikurikira.

157 IKIBAZO CA 31: Mbega urya Eliya wo muri Malaki 4 azoba ari wa wundiavugwa mu Vyahishuriwe

Yohana 11 : 3, canke mbega birya bindibishingantahe bibiri bazoba ari abantu babiri batandukanye ?334. Ego. Urya Eliya wo muri Malaki 4 ntazoba ari we Eliya wo muri Malaki3. Ivyo twarabibonye wa musi ku mugoroba. « Mbega birya bindi bishingantahebibiri bazoba ari ba bantu babiri batandukanye ? » Koko. Hari babiri, Mose naEliya, nk'uko twabihishuriwe. Ariko sinashaka kubafatira umwanya muremure.

158 IKIBAZO CA 32: Mu 1 Abami 19, mwene Data Branham, ndibaza ko igitigiric'abatapfukamiye Bayali bari ibihumbi ndwi.

Ego, ni ivy'ukuri. Nari navuze amajana ndwi aho kuvuga… Murakoze. Nivyo. Murabona ko ari ibihumbi ndwi atari amajana ndwi.

159 Murazi ko vyukuri iyo umuntu aba ategerezwa kuza kubabwiraubutumwa… Hari ico nashaka kubabaza kugira ngo mubitahure. Igihe Eliyayasohoka ava mu bugaragwa ; yari afise ubutumwa. Yasohotse ava mubugaragwa abangirije maze aca agenda adakebereje kubwira umwami ati : « Ntan'ikime kizokoroka atari jewe mbivuze.» Ayo ni yo majambo yari afise.Hanyuma aca yihutira kugenda ata n'umwe asezeye.337. Iyo ahawe ubundi butumwa, yaca asohoka maze akaja gutangaza ubwobutumwa bwiwe, hanyuma agaca asubira inyuma maze akagenda atumbereyemu bugaragwa. Murabibona? Ubu rero, namba muriko murihweza ivyo bintu, igihe nashiraho ibuyery'umushinge ry'iri Hema, yarambwiye iti : « Kora igikorwac'umuvugabutumwa.» Ariko igihe kirageze aho ivyo bikorwa bibiribitandukana. Hariho ikindi kintu gitegerezwa kujaho. Naraje ngaha mazengerageza gukorera icarimwe igikorwa c'umuvugabutumwa n'ikindi kintu, nonemurabona aho ivyo biriko biratujana. Oh, ndizigira ko ishengero ariiry'impwemu bikwiye kugira ngo ribitahure.

160 IKIBAZO CA 33: Mwene Data Branham, uko ndavyumva, Eliya ategerezwa kuzaincuro zitatu. Muratubwira ko amaze kuza kabiri kandi ko ategerezwakugaruka. Uwo muntu iyo mpwemu ya Eliya izoba iriko, azoba na wenyene ari umwe muri vya bishingantahe bibiri, Mose na Eliya?

Oya, oya! Azoba ari uwo mu banyamahanga, yarungitswe kw'ishengeroryo mu banyamahanga. Imana yama ibarungika ku bwoko bwabo bwite. Yajemu vyiwe, ariko abiwe ntibamwakiriye. Yama irungika ubutumwa bw'igihe.

Igihe Imana yariko ikorana n'Abayuda, nta wuvugishwa n'Imanan'umwe wo mu banyamahanga yaje. Iyo Imana iriko ikoranan'abanyamahanga, nta wuvugishwa n'Imana n'umwe ava mu Bayuda abaahari. Igihe Imana izohindukirira Abayuda, nta bavugishwa n'Imana bo mubanyamahanga bazoba bahari. Mbega muratahura ivyo nshaka kuvuga? Ni uko.

161 IKIBAZO CA 34: Izamurwa niryamara kuba...

Hazobaho igihe hagati y'ivyo bihe bibiri. Biragaragara ko ubutumwabumwe bwishimikiza ubundi butumwa. Ukwo ni kwo bizogenda, murabonank'uko maze kubisigura, nk'uko vyagendeye Paulo hamwe yaja mubanyamahanga, n'ibindi.

IKIBAZO CA 34: Izamurwa niryamara kuba, hoba hazobaho bamwe mu bagizeishengero batazoba bazamuwe maze bakazokizwa kw'iherezo?

Oya. Kuko amaraso azoba yakuweho. Murabona ko ata kuvugira abantukuzoba kukiriho, igihe c'abanyamahanga kizoba kirangiye. Nta muntu n'umweazokizwa inyuma y'izamurwa, nta n'umwe wo mw'Ishengero. « Uwanduran'ashishikare yandure, ugororoka ashishikare agororoka. » Ivyo bizoshika Ishengero ritarazamurwa.

162 Mwene Data Branham, narabonye ko mwishimikije ubutumwabwo kuri ya mayinga mirongwirindwi ya Daniyeli muri bwa butumwabwo kuri kimwe ca mbere kimatanije ca Gitabo. Nkurikije ukonabitahuye kuri ya kaseti ivuga ku vya Daniyeli, aho Ubutumwa bwizabuzosubirira ku Bayuda, ya mayinga mirongwirindwi aba atanguye. Hoba hariho iyinga, imyaka ndwi yasigiwe Abayuda canke n'igicec'iyinga gusa, n'ukuvuga ikiringo c'imyaka itatu n'igice basigarijwe ? Ni igice c'iyinga gusa. Yesu yavugishijwe mu kiringo ca mbere c'igicec'iyinga, nk'uko vyabuwe, none basigaranye gusa igice c'iyinga.

163 IKIBAZO CA 36: Mwene Data Branham, ko mutasengeye abarwaye muri iyi yinga, murashobora…

Ni umutwaro gusa,

164 IKIBAZO CA 37: Mwene Data Branham, turashobora kubonana inyuma y'igikorane...345. Ni umutwaro.

165 IKIBAZO CA 38: Murashobora gusigura ibizoba igihe Satani azoba yamazeimyaka igihumbi aboshwe maze akazobohorwa ku bwa yantambara yo mu Vyahishuriwe Yohana 20:8? Ni irihe sano iyoifitaniye na ya ntambara y' i Harumagedoni nk'uko ivugwa murikimwe kigira kane kimatanije ca Gitabo? Gogi na Magogi niabazokoranywa bakuwe mu bantu bo mw'isi nsha?

Ubu rero, ng'iki ikibazo kirekire! Murabona. Ngira ngeragezegutorororokanya uduce nyamukuru. Reka duhere ku gice ca mbere. Kumbure kontoja gushobora kubisigura, ariko ndaja gukora ukwo nshoboye.

166 IKIBAZO CA 38a: Murashobora gusigura ibizoba igihe Satani azoba yamazeimyaka igihumbi aboshwe maze akazobohorwa ku bwa ya ntambarayo mu Vyashuriwe Yohana 20 : 8 ?347. Aho ntihavugwa intambara y'i Harumagedoni. Intambara y'iHarumagedoni iba imbere, vya vyago bimaze kurangira.

IKIBAZO CA 38b: Ni irihe sano iyo ifitaniye n'intambara y'i Harumagedoni nk'ukoivugwa muri kimwe kigira kane kimatanije ca Gitabo?

Nta sano na rimwe. Imwe iba imbere ya kwa kuganza kwa ya myakaigihumbi, iyindi ni yo irangiza kwa kuganza kwa ya myaka igihumbi.

IKIBAZO CA 38c: Gogi na Magogi ni abazokoranywa bakuwe mu bantu bo mw'isinsha? Satani azoba yakuwe mw'ibohero maze azoca aja kwegeranya abantu boseababi, kugira ngo abazane aho hantu,hanyuma Imana izoca irungika umuriron'amazuku bivuye mw'ijuru, maze bazoce batongorwa n'umuriro. Ni intambwezibiri zitandukanye rwose.

167 IKIBAZO CA 39: Ku vyerekeye za miliyoni mirongo itandatu n'umunani zatikijwen'ishengero rya Katolika ry'i Roma, ivyo vyabaye mu gihe ikihe, kandivyamaze igihe kingana gute?

Kugira ngo mubirabe, ni mufate igitabo citwa Glorious Reformationcanditswe na Smuckers. Ndibaza ko hariho bamwe mu banyabwenge bagifise.Ni inkuru za kahise k'ishengero. Nibagiye neza na neza urupapuro biriko, arikomuri Afrika, bavuga ko Umweranda Ogustino w'i Hippone [uyo ni umupapa wambere - U] ari we yatanguye guhama Ishengero. Ivyo vyatanguye mu mwakaw'354 inyuma ya Yesu Kristo mu mwaka w'1850. Muri ico gihe nk'uko inkuruza kahise zibivuga, igitabo kidondagura ivy'abishwe bahorwa Ijambo ry'Imana,ico gitabo kivuga ko haharuwe imiliyoni mirongo itandatu n'umunaniz'abaporoti bishwe bahorwa ko batemera ivyo abapapa b'i Roma bavuga. Niinkuru za kahise. Namba mutemera ko ari ivy'ukuri, reka twongere tuvuge n'ibi,kuko muri twebwe nta n'umwe yariho mu gihe ca Georges Washington cankeLincoln kandi tukaba tutabonye, kumbure ko boba batigeze babaho! Uko birikwose jeho ndazi ko babayeho. Ndabona ibimenyetso vyerekana ko babayeho.

168 IKIBAZO CA 40: Mwene Data Branham muri 1 Abami 19, ku murongo wa 18 havuga ngo;«Yamara rero, ngiye kwisigariza abantu ibihumbi indwi mu Bisirayeli,batigeze bapfukamira Bayali canke ngo bamusome.» Mubigomvye,munsigurire igitigiri« amajana indwi ».

Havugwa ibihumbi indwi, murabibona. Abandi bari barasomaguye Bayali.Ntimuzi… Ni bangahe bari hano bahoze ari abakatolika ? Mwarasomaibishushanyo. Kandi mwibuke ko mu gihe ca Babuloni na Nebukadineza, igiheubwami bw'abanyamahanga bwatangura, bwatanguranye no gusenga umuntu.

169 Nebukadineza yari yakoze igishushanyo gisa n'umuntu. Kandi nambamufise ivyiyumviro vyo mu buryo bw'impwemu (ubu rero mwumve ukuguhishurirwa), umuntu yari yashushanije, akoresheje uguhishurirwa kwiwebwite, yari Daniyeli. Umuntu w'Imana yarasengwa, murabibona, kubera yariyahaye Daniyeli izina ry'ikigirwamana ciwe, ari ryo Berushaza. Kandi yariyakoze igishushanyo c'ico kigirwamana. Cari igishushanyo gifise ishushonk'iya Daniyeli maze Daniyeli yaciye yanka gupfukamira ishusho yiwe bwite.

Kandi n'ubu murabona ko ari ko biri. Ubu ivyo murabigabeko. Ubwami bw'abanyamahanga bwatangujwen'umwami Nebukadineza mu gihe c'i Babuloni. Umwami wo mubanyamahanga yunze Leta n'ishengero mu gukora igishushanyo c'umuntumweranda maze agategeka ko bagisenga. Ubwami bw'abanyamahanga buri mubirenge, bifise icandiko ku ruhome, akoresheje ubushobozi na Leta bija hamwe ;kugira ngo agoberere abantu gusoma ibishushanyo, ikimenyetso c'umuntu mweranda, ni ko biri.

170 IKIBAZO CA 41: Mwene Data Branham, izamurwa ribaye, none abana bakiri batobataramenya gutandukanya iciza n'ikibi na bo nyene bazozamurwa ?

Namba amazina yabo yanditswe muri ca Gitabo. Ni ivy'ukuri.

171 IKIBAZO CA 42: Mwene Data Branham, ejo bundi ku mugoroba mwavuze kohariho abantu amajana indwi bazokizwa kubw'Ubutumwabuzovugwa na Eliya. Ntimwoba mwashaka kuvuga ibihumbiindwi.

Ego me, ni ivy'ukuri. Ndabasavye mumbabarire kubw'ivyo. Ego me, nivyo nari navuze.

172 IKIBAZO CA 43: Mwene Data Branham, mbega igihe c'ubuntu kizoba kirangiyenimwamara kumena bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo ?

Sindavyibaza ! Oya, oyaye bagenzi bakundwa, ivyo nimubishire mumitwe yanyu ! Komeza mwibandanirize gusa. Komeza mubagarira ibirayavyanyu, muje mu gikorane kandi mubandanye mukora ivyo mutegerezwagukora. Ivyo ni vyashika mu gitondo, muzosangwe muriko murakora ivyomutegerezwa gukora.

Ntimuje gutangura ku… ivyo ni mwabikora, ico kintu muzoba mugikuyemu ntumbero categuriwe. Mutanguye kugira utuntu mwiyumvira mazemukigirira ivyiyumviro vyanyu ku vyerekeye ivyo bintu. Ntimugafateivyiyumviro vyanyu ! Iyo mwicaye muriko mwumviriza ivyo bintu, muzovugegusa, muti : «

Urakoze Mwami. Ico nshaka n'ukukwegera cane gusa. »Ntimuhebe ubuzi bwanyu kandi ntimuvuge muti : « Ngomba kubirya vyose »

173 Ejo bundi, imbere y'uko dutaha, umugabo umwe yaje ava muri Carolineya Ruguru maze avuga ngo : « Imana ishimwe, murashobora kumbwira aho igihangange kanaka aba? »

Ndamwishura nti : « Oya.»

Cane nyene, ni wa wundi arongoye «Audio Mission »

Ndavuga nti : «iki ?»

Ati : « Audio Mission »

Ndavuga nti : «Sintahuye ».

Aranyishura ngo : « Cane nyene, ni we ayirongoye.»

Ndamubaza nti : « Mwavuze irihe zina? »

Aca arambwira ati : « Branham, ndibaza ko ari ikintu nk'ico. Brown canke Branham.

Nca ndamubwira nti : « Koko, izina ryanje niBranham.» «Mbega woba ari wewe urongoye Audio Mission ? » OyaMushingantahe.» Aca arambaza ati : « Mbega kwa kuganza kwa ya myaka igihumbikuri he? » Nca ndavuga nti : « Nta co ndabiziko. »

Aca arambwira ati : « Mushaka kuvuga ko ivyo biriko bibera ngahanyene kandi ko ata co mubiziko? »

Nca ndamubwira nti : « Oya nta co ndabiziko. »

Arambwira ati : « Namba ari uko, Imana ihabwe icubahiro! Hari abagenzibaje kuvugana nanje. Mvuye ku kazi. Nari ncambaye impuzu z'akazi. MweneData, nshaka ya myaka igihumbi. »

Nca ndamubwira nti : « Burya ndibaza ko hari ibintu mudatahura, si vyoga mwene Data ? »

Muri ako kanya nyene haca haza itagisi maze numva ijwi ry'umugoreasemerera avuga ati : « Nimumugumye! Nimumugumye! Nimumugumye! »Umugore umwe muto muto aca asohoka muri iyo tagisi maze arambwira ati : «Ubu rero muce muja gusengera umugabo wanje. » Ndavuga nti : « Sabwemupfasoni, ni ibiki? »

Uwo mugore arambwira ati : « Nk'uko navyumvise, bisaba kurindiraukwezi kwose kugira ngo muhe umubonano umuntu iyo ashaka komumusengera.» Ndavuga nti : « Ni ibiki?»

Aca arambwira ati : « Ego, ni ivy'ukuri, ariko nihebuye. Birakwiye komusengera umugabo wanje. » Nca ndavuga nti : « Ndavyemeye.» Ari hehenone? Nimumunzanire.»

Uwo mugabo yari ahagazeho andaba aca arambwira ati : « Murasengeran'abagwaye? » Ndavuga nti : « Ego mushingantahe. »

« Mbega mwavuze ko izina ryanyu ari nde? Branham? Mukaba ata comuzi ku vya ya myaka igihumbi? » Ndavuga nti : « Oya, sinzi. Mfatiye kuri Bibiliya, sindabitahura uko. » Aca aravuga ati : « Oya. Ni ibintu biriko birabaubu nyene. Abantu baje bava mu mihingo yose. Nca ndavuga nti : « Ivyo birikobibera he?» Aravuga ati : « i Jeffersonville muri Indiyana, harya nyene hafiy'ikiraro.»

« Mushingantahe, urantangaje! Ivyo vyose nta co ndabiziko. Reka twinjiremaze twicare akanya gato. Kumbure ko twoshobora kubishira mu buryo. »

Murabona ga bagenzi, ntimukigere mwipfuza kugira ibango ry'ubukozi!Murazi ivyo nshaka kuvuga. Muzorushiriza kuroranirwa mugumye gusa ahomuri. Nimukomeze mutera muja imbere.

174 IKIBAZO CA 44: Inyuma y'izamurwa ry'Umugeni, ni ryari rya shengero ritegerezwaguca muri vya vyago bikomeye rizoca mu rubanza? Mbega ni imberecanke ni inyuma y'ukuganza kwa ya myaka igihumbi? 369. Inyuma. Abapfuye bandi, abatajanye n'Umugeni, ntibasubira kuba bazimaya myaka igihumbi idashize.

175 IKIBAZO CA 45: Incuro nyinshi mwaravuze ko ubukominista bwahagurukijwe n'Imanakugira ngo bushitse umugambi wayo, nk'uko vyagenze ku mwamiNebukadineza. Ariko ubukominista bufise ikihe kibanza mu bizoba mugihe c'iherezo? Ivyo bizorangira gute? Abanyabwenge benshi bibazako ubwami bwo mu Buraruko (Gogi na Magogi buvugwa muVyanditswe) buzomanuka kurwanya Isirayeli mu ... (Sinshoborakubisoma). Ndibaza ko... mu makaseti amwe amwe muvuga koamaherezo buzosenyuka... Ubukominista buzoruhira gusenyuraKatolika canke Vatikano bukoresheje amabombe. Mbega ni vyo?370. Ego. Ivyo muzobisanga mu Vyahishuriwe Yohana 16 no mu VyahishuriweYohana 18, imirongo ya 8 na 12.

Hamwe uwo muntu yoba ari ngaha maze akabaashaka gufata aka gapapuro aho ibi Vyanditswe, araja guca abibona ubwonyene. N'ibara! N'ibara! Ca gisagara gihambaye Babuloni, ca gisagaragikomeye! Kuko giciriweko iteka mw'isaha imwe. Abadandaza n'abandi bosebamuzanira ibidandazwa vyabo. Ukwo ni kwo bizomera. Ni ivy'ukuri.

Ntimube mucibaza ku bukominista. Nta kindi bari atari akagwi k'abantubapfa ico bononye kandi batubaha Imana. Ni uburyo bwo gukora. Rekandabereke ikintu kimwe kugira ngo ndabereke ko vyoroshe. Burya,ubukominista ntiburenza ic'ijana c'ababa mu Burusiya. Barakeneye intumwa.Umwe kw'ijana! Ibice mirongo icenda n'icenda kw'ijana bari ku ruhanderw'abakristo. Umwe kw'ijana! Mbega umwe kw'ijana yoshobora gutekugenzura ibice mirongo icenda n'icenda kw'ijana? Ivyo vyategerezwa guca bibidusigurira ubu nyene! Iyo Imana itaja kuvyemera, bari kuba barabirukanyekuva kera. Nta nkeka!

176 IKIBAZO CA 46: Mwene Data Branham mwaravuze ko Uburoma buzoganzaAbayuda mu gice ca nyuma ca ya myaka itatu n'igice. Mbehazoba ari mu gice ca mbere ca ya myaka itatu n'igice ya vyavyago bihambaye canke mu kiringo ca ya myaka itatu n'igice yanyuma? Mbega ni ivy'ukuri?

Hazoba ari mu gice ca nyuma ca ya myaka itatu n'igice, ni ivy'ukuri, arikosi mu gice ca mbere ca ya myaka itatu n'igice kuko igice ca mbere kizobacamaze kurengana. Ndacafise ikibazo inyuma y'iki ngira nsome.

177 IKIBAZO CA 47: Mwene Data mukundwa, mbega Eliya wo muri Malaki 4 : 5 azojamu bugaragwa nk'urya wundi Eliya avugwa muri 1 Abami 17?

Burya, sinovuga ko azoja neza na neza mu bugaragwa, ariko novuga ibi, niko azoba ameze, murabona. Azoba nka Elisa na Eliya. Mbega muramaze kubonako abenshi muri abo bantu bakunda kuja ukwa bonyene? Bameze ukundi kuntu.Ntibifatanya cane n'abantu.

Nimurabe ukuntu Elisa, Eliya na Yohana umubatizi bari bameze, n'ukuntuimpwemu yari muri bo yari imeze. Murabibona? Ndibaza ko uyo muntuazokunda ubugaragwa kandi ko kumbure azoguma mu bugaragwa; ariko ivyokuzoba ari umuntu yitandukanya n'abandi bantu no kuba mu bugaragwa, nta condabiziko. Rimwe na rimwe ni vyo bakora. Elisa nta vyo yakoze; ariko Eliyayarabikoze. Maze haheze igihe, Yohana aba mu bugaragwa.

178 Biragoye kuvuga aho abo bavugishwa n'Imana bazozanana igihebazohaguruka mu Buyuda. Sinzi aho bazoba. Kumbure ko bazoshinga amahemaahantu hamwe mu mitumba. Ivyo bazokora mu misi y'ukuvugishwa kwabo,jewe nta vyo nzi.376. Ariko uyu muntu abajije ati : « Mbega bazoba mu bugaragwa? Burya,vyari bikwiye ko baja mu buraruko bw'intara ya Colombie Britanique kugirango baronke ubugaragwa bobamwo uno musi, murabona. Ubugaragwa burikoburagenda buhera. Nta bugaragwa bwinshi bugisigaye. Ikintu kimwe conyenetwoshobora kuvuga ni uko kumbure bazokunda ubugaragwa kandi kobazokunda kuba mu bugaragwa. Murashobora kubona ko kamere yabo ari iyokudakora imyumvikano yo guhemuka, kandi muzobibona aho bazozira.Muzobibona ni mwaba muzoba mugavye.

179 Ubu rero haracariho ikindi kibazo, hanyuma nca nsaba ko muhagarikagufata amajwi.

IKIBAZO CA 48: Namba Imana ari Umuperesona umwe, kubera iki canke vyarigushoboka gute ko avuga yibwira kuri wa musozi woguhindurirwako?

Mpejeje kubisigura. Nashaka kubabaza ibi. Igihe Yesu yasaba Data.Ndibaza ko mufise umubatizo wa Mpwemu Yera, si vyo ga mwene Data?Urashobora guhaguruka akanya gatoya? Uvuga ko ufise umubatizo waMpwemu Yera? Na jewe ndawufise. None ivyo bisigura iki? Muri jewe ndafiseubushobozi bwo gushira ahabona ayo mabanga, ariko nta bushobozi mfise bwogukiza abagwaye. Ni Imana. Ndibaza ko uri umuvugabutumwa. Nambantihenze, uva muri Arkansas.

Ni uko. Igikorwa cawe ni ico kuvuga Ubutumwa bwiza. Wakuriye ahantubororera. Nta na kimwe wari uzi kuri ivyo bintu, ariko hari ikintu caje muriwewe kigutuma uvuga Ubutumwa bwiza. Ntiwibaze na gato ko ari wewe. Niuwundi muperesona yitwa Mpwemu Yera. Mbega ni ivy'ukuri? Ni uko!

Ubu rero hari ico nashaka kukubaza. Mpwemu Yera yama muri wewe, sivyo? Mbe uravugana na we? Mbe urasenga? Ni uko. Ico ni co conyene nashakakukubaza. Urakoze cane. Ubu ho urabitahura ?

180 Hari ikibazo nashaka kukubaza. Mbega bishoboka gute ko Yesu avugamuriYohana 3:13 ati : « Nta waduze mw'Ijuru, atari uwamutse ava mw'Ijuru(murabona), ni we Mwana w'umuntu wo mw'ijuru ?» Murabibona? Noneng'uyu ariko aravugana n'uwo muntu. Ni unyishure kuri ivyo!

Yesu na Se bari Umuperesona umwe nka Mpwemu Yera muri jewe.Murambona mvuga Ubutumwa, ariko si jewe. Si jewe noshobora kuvuga ijamborimwe rishobora gutuma igikoko gisubira kubaho. Ni ho nari, nararavye icogikoko, naracishe maze ndagifungura. Bwari ubushobozi burema. Ubwo ntiburimu muntu w'inyama n'amaraso.

181 Si jewe nari gufata ngaha akana k'agahungu, ako abaganga bari bategetsekuguma karyamiye

umugongo kubw'indwara y'umutima maze nkamubwira nti :« Uku ni ko William Branham agize...» Oya! Ariko ni : «UKU NI KOUHORAHO AGIZE. Biba biheze. » Maze bukeye bw'aho, bamujanye kwamuganga, iyo ndwara yari yagiye rwose. Hariho n'umwana yari arwaye kanseri yo mu maraso. Yari arwaye kuburyo amaso yiwe yaturumbuka kandi yari yabenje, kandi n'umushishitowiwe… Vyari vyabaye ngombwa ko bamujana mu bitaro ; ngo bamutereamaraso n'ibindi. Ariko aho nyene, iminota itanu irangiye, yaciye asemererakugira ngo bamuhe umukate. Bukeye bw'aho bamujanye kwa muganga, ntan'akazatsa batoye k'iyo kanseri yo mu maraso. Mbe yari : Uku ni ko WilliamBranham agize ? Oya, yari : UKU NI KO UHORAHO AGIZE ! Ni umuntuatandukanye nanje, ariko uburyo bwonyene yari afise bwo kuvuga kwariukuvugira muri jewe, murabona.

Uko ni ko Yesu na Data bari bameze. Yesu yavuze ati : « Si jewe nkora ibibikorwa, ariko Data aba muri jewe ni We abikora. » Ni umwana w'umuntuazoduga mw'ijuru kandi ubu ari mw'ijuru. Murabibona ? Vyari ibiki ?Yabonekera hose icarimwe kuko yari Imana.

182 Ubu rero n'iki na co… [Hari umuntu ariko aravugishwa mw'ikoraniro]Urakoze, O Mana Data ! Turagushimiye ku bwa Mpwemu wawe ari ngaha.Kandi twarabwiwe, Data, ko igihe cose wa mwansi yaza, Mpwemu yacaamanukira ku muntu maze agaca agira ivyo amubwiye acishije mu kuvugishwa.Ivyo vyatumye ibintu bija mu buryo kuko baciye bamenya aho basanga umwansi maze bakamutsinda.

183 Kandi ndagushimiye, Data, kuko wama uri ya Mana nyene. Wama uri wawundi. Turahinduka, imyaka igahinduka, ibihe bigahinduka co kimwe n'abantu,ariko Wewe ntiwigera uhinduka. Uburyo bwawe bwo gukora bwama ari bwabundi, ubuntu bwawe bwama ari bwa bundi, ibikorwa vyawe ntibihinduka kukobiratangaje kandi birarengeye ivyo umuntu atokwigera ashobora gutahuraakoresheje ubwenge bwiwe.

Turagushimiye cane Mwami, kuko amabanga yawe anyegeje mu mitimay'abashumba bawe. Turabinezererewe cane, Mwami, ese kandi icoduha tugateratuja imbere tuva aha tuja aha nk'umuco waka, tugerageza kwinjiza abandidukoresheje urukundo kandi dushobore guterera urusenga ahantu hose kugirango turobe ifi yawe yose. Ico gihe rero Umugeni wiwe kugira ngo yamane nawe ibihe vyose i ruhande yiwe. Ico gihe ni co turindiriye mw'Izina rya YesuKristo. Amen.

184 Hari abarwaye bangahe ngaha? Ni muduze ibiganza. Twoshobora kuvugaduti... Nimusubire muduze ibiganza. Ni hafi mirongo ine n'indwi.

Ni uko. Ubu ni isaha zitanu n'iminota mirongo itatu. N'ubu nyeneturashobora gusengera abagwaye, ku mugoroba tukahabikira… Mugomba ko tubikora gurtyo ? Ndibaza ko iki ari igihe ciza co kubikora, ndaja kubabwiraigituma. Mpwemu Yera ari ngaha nyene, ariko aradusiga amavuta.

Ubu rero, ko twinjiye muri uyo Mpwemu, murabona ko hari ikintu, kandimurazi ko hari ikintu… Ngaha hariho ikintu. Kandi namba mushobora kwizera,mwategerezwa kwizera ubu nyene. Namba mutegerezwa kwizera, ubu ni cogihe.

185 Ubu rero dushaka guceceka vyukuri maze tureke abari kuri uru ruhandebadugije ibiganza ngo bave mu mirongo bicayemwo maze bamanuke baciyemuri utu tuyira turi hagati y'imirongo y'intebe, hanyuma turaja guca dufataumurongo ku wundi. Hari mirongo ine na batanu canke mirongo ine n'indwigusa. Ntibija gufata igihe kirekire.

Ndaja gusaba mwene Data Neville ngo aze aha ndi maze turajakubasengera. Ubwa mbere, abamaze kuva mu mirongo, ni mugume muhagazeakanya gato kugira ngo dushobore kubasengera no kubarambikakako mweseibiganza. Ni vyiza. Kuri abo gusa baja kuza mu murongo w'abasengerwa.

Ubu rero, tutiriwe turata umwanya turaja kubasengera kugira ngodushobore gukora vyose.

186 Bagenzi nkunda, reka ndabibasigurire. Yesu Kristoyaravuze ati : « Kand'ibimenyetso bizoboneka ku bizera ng'ibi…»

Rero ibi muravyiyubarako. Yesu ntiyigeze avuga ati : « Nibabasengeraariko ngo ni barambika ibiganza ku barwaye bazokira. » Namba Imana ishoboragufata indwara ya kanseri yo mu maraso igeze kure kuri karya gakobwa katarigashoboye kwizera maze ikagakiza rwose, namba yarashoboye gufata indwaraya ka kana maze ikagakiza ku buryo abaganga batashoboye gusanga mu marasohaba n'akazatsa k'amakonyera canke ikindi ico ari co cose, mbega ntiyoshoborakubibakorera mweho ? Yamara burya utwo dukobwa ntidutahura ico ari coisengesho. Naturambitseko gusa ibiganza maze duca turakira. Ivyo turashoborakubitahura.

187 Reka dusenge rero mu gihe muhagaze. Data wo mw'Ijuru, ukwera kwawekuri kumwe na twe ngaha, uyu Mpwemu Yera w'ubwiza uwo dufise mu buryobw'ishusho, uwo dusoma ivyiwe muri Bibiliya kandi ubu ari ngaha. Arikoarishura aciye mu muntu w'inyama n'amaraso.

Ukwo imyaka yagiye ikurikirana twagiye tubona ko abishoboye kandi ntana rimwe yananiwe,

guhishura n'amabanga yo mu mutima w'umuntu, guhishuraivyaha vyakozwe n'abantu no kubabwira neza na neza ivyabaye n'ibizoba,kandi hakaba hatigeze kubamwo n'ikinyoma na rimwe. Ukwo ni ko tumenya koImana ya Aburahamu, na Isaka na Isirayeli yama ari Imana muri Yesu Kristo. Ubu rero iri ngaha kubwa Mpwemu wayo, imanuka iva mw'Ijuru kubwoamaraso yamenywe i Karuvariyo, yururuka hagati y'abantu kugira ngoyiyerekanire mu mubiri w'inyama n'amaraso imbere y'uko isi itongorwan'umuriro. Ni uyu Mpwemu Yera w'ubwiza yiyerekanira mu mubiri w'inyaman'amaraso. Aba bantu b'agaciro bemeye impongano y'amaraso na MpwemuYera bariko barakira muri bo Imana yiyerekaniye mu mubiri w'inyaman'amaraso.

188 Ni co gituma aha atari ivy'inyama n'amaraso ariko n'igikorwa gishitse,nk'umubatizo n'ibindi, bihuye n'iri tegeko ngo : « Kand'ibimenyetsobizoboneka ku bizera ng'ibi...» Ni twarambika ibiganza ku barwaye, MpwemuYera araja kwitwararika ko bakira, namba bizeye.

Ubu rero, Data, turazi ko ivyo bintu ari ivy'ukuri. Mwami, abo bantubahagaze ngaho baraja kurambikwako ibiganza n'abakozi b'Imana bahaweMpwemu Yera kandi biteguriye kurambika ibiganza ku barwaye. Data, turazikandi ko namba abo bantu bizera isezerano ryose wasezeranye mw'Ijamboryawe, riraja gushika. Ariko ntirishobora gushika ata kwizera, kuko ata kwizerantibishoboka ko umuntu ahimbara Imana. Ntibishoboka.

Kandi ubu, mu kwizera, dufise n'iri sezerano riri imbere yacu, bimwebimatanije ca Gitabo vyo muri Bibiliya bimaze kwugururwa mu maso yacukandi bitwereka ko Imana ihagarara kw'Ijambo ryayo, Mwami, ese aba bantub'agaciro barwaye boshobora... Mwami, ndabagirira akagongwe kuko ndiumuntu ari mu mubiri upfa nkabo, na Mpwemu Yera yama muri twebwe aba nomuri bo, kandi turagiriranira impuhwe, tukanamenya ko isezerano rishasha mumaraso mashasha... Namba isezerano rya kera ryaraduha ugukira indwara,mbega irishasha ntirizorushiriza kuduha ugukira indwara? Data, ese aba bantubatobura guhabwa ugukira indwara kwabo mu gihe bariko bararambikwakoibiganza n'abakozi bawe mw'izina rya Yesu Kristo. Amen.

189 Ni uko. Abo kuri uru ruhande baraja kuguma bicaye mu gihe abo kurirurya ruhande baja kuza, hanyuma baraja guca basubira mu bibanza vyabo mazeabo ku rundi ruhande... Ubu rero, bamwe bamwe muri bene Data bari ngahabaja guhaguruka... Ndibaza ko mwebwe mwese muri ngaha muri abakozib'Imana. Mwene Data Ned ari hehe? Mwene Data Ned muraja kwinjira mumurongo w'abasengerwa? Ko tuja kugusengera, ni uje mu murongow'abasengerwa.

Ubu rero, abari kuri ruriya ruhande bagume bicaye akanya gato mazendaja gufata abo kuri uru ruhande, hanyuma turaja guca tubandanya tumanukamaze dufate umurongo wo hagati maze turaja guca tubasubiza mu bibanza vyabo baciye kuri uru ruhande, hanyuma turaja guca dufata urundi ruhandemaze tubacishe ngaha, gurtyo tuje gusengera umwe umwe wese.

Ngira nsabe mwene Data Teddy... Ari hehe? Ni uko. Nashaka kouturirimbisha akaririmbo ngo : « Muganga Mukuru ari ngaha. » Kandi uwuvuzainanga aho ari hose ni amufashe namba bishoboka.

190 Ni muyumvirize mwibuke ca gihe twariko turayiririmba hamwe kagahungu kazanwa aha imbere, wa mukobwa wo mu miryango y'aba Amish nawe ariko aravuza akaririmbo ngo : « Muganga Mukuru ari ngaha. »

Uwo mukobwa yari afise imishatsi miremire y'inginagina yamanukaigashika mu mugongo. Yari uwo mw'idini ry'abamenonite canke ry'abaAmishi. Mpwemu Yera yakoze kuri ako gahungu igihe karambikwako ibiganza(amaguru yako yari amugaye), hanyuma rero gaca kamva mu maboko gacagatangura gusimbagurikira aha imbere.

Nyina w'ako gahungu yaciye asimba aca agwa yicaye (ndibaza ko yariuwo mw'idini ry'abamenonite) hanyuma Mpwemu Yera aca yururukira kuriuwo mukobwa wo mw'idini ry'abamenonite canke ry'aba Amishi (se n'abo iwabo ni ho bari bicaye, bambaye impuzu zidasanzwe z'abamenonite canke z'icobari co). Ni ho rero yaca asimba akava ku ntebe yari yicayeko avuza inangamaze aca aduza ibiganza, imishatsi yiwe myiza yamugwa mu mugongo (yasan'umumalayika), maze aca atangura kuririmbira muri Mpwemu. Mu gihe yarikoarakora ivyo, inanga yabandanije ivuza iyo ndirimbo ngo Muganga Mukuru aringaha, Yesu uwubabarana natwe.

191 Hari abantu ibihumbi n'ibihumbi bari bahagaze aho, baraba ukuntu yamabuto yo kuvuza inanga twamanuka tukongera tukaduga tuvuza ngo MugangaMukuru ari ngaha, Yesu uwubabarana natwe. Abantu baciye bahaguruka kuritwa dukinga ibimuga bigenderako, bava ku dutebe tw'ibimuga no kuri vyabitanda batwarako abarwaye maze baca batangura kugendagenda. Uwo Yesunyene ni We ari ngaha muri kino gitondo, neza na neza nk'umwe yari muri iyonzu ico gihe.409. Ubu nimwizere gusa! Mwoshobora kuvuza aka karirimbo, ngo : MugangaMukuru. Ubu rero umwe wese nasenge. Abarwaye ni bazanane rero ururuhande. Hanyuma baraja guca basubira mu bibanza vyabo baciye kuri ururuhande canke baraja kuja aho bashaka. Hariya inyuma hoba hariho ikibanzakigaragara. Ni uko. Nimusubire mu bibanza vyanyu, hayuma duca duhaguruka.

192 Ubu rero ni mwumve ibi. Mu gihe turiko turasengera abarwaye, namwebwe murabasengera. Hanyuma ni twabasengera, na bo baraja kubasengera. Ubu rero, yemwe mwa bakozi b'Imana muri ngaha, nimuhaguruke. Nashaka komurambika ibiganza ku barwaye mu gihe bariko bararengana.

Ubu rero, umwe wese niyunamike umutwe, kandi agume yunamye.Mugume musenga. Maze ni mwaca aha hanyuma mukarambikwako ibiganza,muribuka ko ari isezerano ry'Imana iriko irahishura amabanga yo mu Gitabocayo n'amabanga yo mu mitima y'abantu. Yo ni Imana ija kubishitsa nambamuvyizeye. Ubu rero, umwe wese n'asenge. Ni uko, twunamike imitwe yacu.

Ubu rero, Mwami Yesu, mu gihe aba bantu bariko baraza, ese ubushobozibw'Imana ishobora vyose bwohesha ubugingo ukwizera kwabo ubu nyene mugihe bariko bararengana, mw'Izina rya Yesu. [Mwene Data Branham arikoarasengera abarwaye.-U]

Ni uko, neza cane, reka duhere ku murongo w'abasengerwa kuri ururuhande. Ndasavye umwe wese muri mwebwe abavugabutumwa,mubarambikeko ibiganza mu gihe bazoba bariko bararengana.

193 [Mwene Data Branham n'abavugabutumwa batanguye gusengera nokurambika ibiganza ku muntu wese ari mu murongo w'abasengerwa, mu giheuwuvuza inanga ariko aravuza akaririmbo kitwa Muganga Mukuru. - U] Mw'Izina ry'Umwami Yesu! Ndambitse ibiganza vyanje kuri uyu mwene Data mw'Izina ry'Umwami Yesu. O Mana nubihe mushikanje Rosella mw'Izina rya Yesu. Mw'Izina rya Yesu Kristo! Mw'Izina rya Yesu Kristo.

[ Mwene Data Branham abwiye umuntu ati : « Guma ngaha, ubicungeregushika aho abasengerwa barangirira. - U»] Mw'Izina rya Yesu!...?...Nimwibuke ko yicisha bugufi.Nimuze muciye bugufi.

[Aha humvikana gusa agace k'amajambo ya mwene Data Branham, na yoakaba adakwiye kugira ngo ivyavuzwe vyose vyandikwe. Aha gusengeraabarwaye birabandanya mu kiringo c'iminota itandatu n'amasegunda mirongoibiri n'atanu. - U]

[Aha nta cafashwe kw'ibande. Mwene Data Billy Paul Branham yegereyemikoro, aca avuga ati : « Mbega murashobora kwunguruza mukaja inyuma?Abahagaze muri ako kayira, murashobora kukavamwo maze mugatera muja inyuma? Ndabasavye mubandanye muja inyuma. Murakoze. Namwe abari mukayira ko hagati, murashobora kwunguruza? » - U ]

[Aha humvikana gusa agace k'amajambo ya mwene Data Branham, na yoakaba adakwiye kugira ngo ivyavuzwe vyose vyandikwe. Aha gusengeraabagwaye birabandanya mu kiringo c'iminota ibiri n'amasegunda mirongo ibiri.- U]

Mwene Data ni wakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data Mitchell ni wakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara.Mwene Data niwakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara...?...Mushiki wacu niwakire ugukira indwara...?...Mwene Data niwakire ugukira indwara.Ni mwakire ugukira indwara.Mwene Data niwakire ugukira indwara...?...Mushiki wacu niwakire ugukira indwara...?...

Nimwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara...?... kuva kuri Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara...?...Mwene Data ni wakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara...?...Nimwakire ugukira indwara mw'Izina rya Yesu Kristo.Nimwakire ugukira indwara mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.Nimwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara.Nimwakire ugukira indwara mw'Izina rya Yesu Kristo.

194 [ Mwene Data Billy Paul Branham yegereye imikoro maze avuga ati : «Mbega hari uwundi yoba ashaka kuja mu murongo w'abasengerwa? Nimutondeku murongo w'abasengerwa. Namba hariho uwundi

ashaka gutonda ku murongow'abasengerwa, nimuje mu murongo. - U»]Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo. Mushikiwacu niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.

Mushiki wacu umufasha wa mwene Data Woods, niwakire ugukira kuvamu kiganza ca Yesu Kristo. Nimwakire ugukira indwara… ?...Nimwakire ugukira indwara… ?...

Mushiki wacu umufasha wa mwene Data Roberson, niwakire ugukiraindwara kuva mu kiganza ca Yesu Kristo.Mwene Data niwakire ugukira indwara kuva mu kiganza ca Yesu Kristo.Mushiki wacu niwakire ugukira indwara… ?... kuva mu kiganza ca YesuKristo.Mw'Izina rya Yesu Kristo, nimwakire ugukira indwara.Mukize mw'Izina rya Yesu Kristo.Mushiki wacu, niwakire ugukira indwara… ?...Muhungu wanje, niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu, niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data, niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mwene Data Weerts, niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.Mushiki wacu, niwakire ugukira indwara kuva kuri Yesu Kristo.

Mwene Data ni wakire ugukira indwara...?...Mwene Data, niwakire … mw'Izina rya Yesu Kristo.Mw'Izina rya Yesu Kristo… ?...Mw'Izina rya Yesu Kristo… ?...Mw'Izina rya Yesu Kristo Umwami wacu, nimwakire ugukira indwarakwanyu.Mwene Data niwakire ugukira indwara mw'Izina rya Yesu Kristo.Mw'Izina rya Yesu Kristo… ?...Mushiki wacu, niwakire ugukira indwara mw'Izina rya Yesu Kristo.Mw'Izina rya Yesu Kristo… ?...

195 [Mwene Data Billy Paul Branham yegereye imikoro maze avuga ati :Mbega baheze, abashaka ko tubasengera, hariya ? » - U]423. [Mwene Data Lee Vayle ariko aravugana na mwene Data Branham. - U]Mwene Data Vayle ikiganza c'Umwami Yesu nikibahe ico musavye kubw'uwomuntu mukunda cane, mw'Izina rya Yesu.424. [Mwene Data Billy Paul ariko aravugana na mwene Data Branham. - U]Billy Paul, wewe watanze amakarata menshi y'abasengerwa, ubu rero niwakireugukira indwara, mw'izina rya Yesu Kristo. Ubu rero Muganga Mukuru ari hafi, Yesu uwubabarana na twe, Aremesha umutima udendebukiwe. Oh, nimwumve ijwi rya Yesu. Twese hamwe : Izina ryiza cane ririmbwa n'Abaserafi Izina ryiza cane ririmbwa n'abantu Indirimbo nziza cane425. O Mana, kuri uyu muryango mwiza wavyaye u… ?... Nubaronse ivyobasavye, Mwami, mw'Izina rya Yesu Kristo.426. …?... rya Yesu Kristo, uwo muntu mushiki wacu ariko ariyumvirako murikano kanya, ubushobozi bw'Imana ni bwiteho ivyo asavye. Nabohoke.Nubimuhe Mwami. Amen.427. Mwami Mana, mw'Izina rya Yesu, muhe uyu mugabo ico agusavye.Ndamusengeye Mwami, mw'isengesho ryanje. Amen.

196 [Mwene Data Billy Paul aregereye kuri mikoro avuze ati: “Abo bose ni abashaka gusengerwa kano kanya?]

[Mwene Data Lee Vayle avugishije mwene Data Branham.]

Ikiganza c'Umwami Yesu kikwishure uwo mutwaro wawe mwene Data Lee Vayle kubw'umukundwa wawe, mw'Izina rya Yesu.

[Billy Paul avugishije mwene Data Branham], Billy Paul nk'uko watanze amakarate y'amasengesho menshi, kano kanya ni wakire ugukira kwawe, mw'Izina rya Yesu Kristo.

Muganga Mwiza ni Kristo,

Ni we Mukunzi wacu.

Niw'avyura abahenutse,

Ni wumve Ijwi rya Yesu.

Indirimbo z'Imana,

Ijwi ni nk'irya kera,

Natwe ni turirimbe,

Yesu, Yesu, Yesu.

Mwene, kur'uyu muryango mukundwa muto wazanye hano kw'isi, umwe muri...?...Reka bishurwe umutwaro wabo Mwami, mw'Izina rya Yesu Kristo.

...?...rya Yesu Kristo, reka umuntu wa mushiki wacu, uwo afise mu vyiyumviro kano kanya, reka ubushobozi bw'Imana bujane n'uyu mutwaro. Nabohoke. Bikore Mwami. Amen.

Mwami Mana, mw'Izina rya Yesu, ni wishure uyu mutwaro. Ndamusengeye Mwami, n'isengesho ryanje. Amen.

197 Oh, mbega si vyiza cane ! [Ikoraniro rirahimbawe maze rivuze riti : «Amen. » - U] Ndizera ko namba

hari umuntu wese yaciye ngaha muri kino gitondo, munsi y'uku gusigwa amavuta kudasanzwe, ndi - ndizera ko nambamwa… Ubu rero ntimurondere ikintu gihambaye. Nimwibuke iki kintuciyoroheje ngo kwizera ivyo yasezeranye.

Ubu rero tubivugire hamwe. Nti [rivuze riti : « Nti] turondera [«turondera» ] ikintu gihambaye. [ « Ikintu gihambaye »] Ariko, mw'Izina rya Yesu,[«Ariko, mw'Izina rya Yesu,»] turakiriye isezerano Ryayo. [« turakiriyeisezerano ryayo.»]

Biratunganye. Ng'iki ikintu kibirangiza. [« Ikoraniro rivuze riti : «Amen »],maze rica rirahimbarwa rivuza urwamo rwinshi. U] Amen ! Imana ibahezagire !

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info